
Minority Rights Group International

ICEGERANYO

# Abapigime b'Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini



CANDITSWE NA Jérôme Lewis

ICEGERANYO CA MRG INTERNATIONAL • Abapigime b'Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini

## UBWOKO BW'ABAPIGIME B'ABATWA BO MU KARERE K'IBIYAGA BININI.

*© Minority Right Group 2000*

*Iki cegeranyo nta wundi agifiseko uburenganzira.*
*Ibintu biri muri co birashobora kwaburwa mu ntumbero y'ukwigisha canke izindi ariko zitajanye n'urudandaza. Nta gace na kamwe kaco karekuriwe kugwizwa mu buryo bw'urudandazwa ubwaribwo bwose kiretse abanje guhabwa uruhusha rutomoye na bene co.*

*Ukeneye kumenya ibindi, baza MRC.*
*Urutonde casohokeyeko ruri muri British Library*

*ISBN 1 897 693 38 9*
*ISSN 0 305 6252*
*Casohotse muri Ruheshi 2000*
*Gitunganywa na Texture*
*Gisohorerwa mu Bwongereza ku mpapuro zitagira amabara.*

## GUKENGURUKA

Ishirahamwe Minority Right Group International (MRG) rirashimiye bivuye ku mutima amashirahamwe n'abantu batanze amafaranga n'izindi mfashanyo kugira iki cegeranyo gishoboke, ariyo CORDAID, Irland Aid, Trocaire, Igisata c'Ingoma y'Ubwongereza gishinzwe Iterambere mu Makungu.

Iki cegeranyo cakoreshejwe congera gisohorwa na MRG ngo kibe umuganda utererewe mu kumenyekanisha hose ikibazo nyamukuru kirimwo. Igisomwa n'ivyiyumviro birimwo ntibitegerezwa gusa n'ivy'abagize MRG bose hamwe muri vyose no mu ntumbero zose.

MRG rirakengurukiye abakozi baryo n'abahinga bigenga bafashije mu gusoma iki cegeranyo, cane cane Tadesse Tafesse Umuyobozi nshingwabikorwa, na Sophie Richmond ( atunganya ivyegeranyo).

## UMWANDITSI.

Jérôme Lewis yamye yunganira mw'itohoza no mu nyigisho bikorwa ku bwoko bw'Abatwa bo mu Rwanda kuva 1993, akaba mbere yarishikiyeyo incuro zitatu zose kugira itohoza ku Batwa (1993, 1995, 1999). Muri kino gihe, ariko araheraheza igitabu kirangiza ivyigwa vy'imibano y'abakibayeho nka kera kurwego rwa gatatu rwa Kaminuza, mw'ishure ry'ubutunzi muri Kaminuza y'i Londres, ku karanga k'Abatwa b'Abambendjelle bo muri Kongo-Brazaville.

## MINORITY RIGHTS GROUP INTERNATIONAL

MRG rikora ngo ryubahirize agateka n'ubutungane vy'inkehwa zifatiye ku bwoko, indimi, n'amadini. Riritanga mu ntumbero y'ugufashanya n'ukwumvikana hagati y'amoko.

Kuva rishinzwe mu myaka y'1960, MRG ni ishirahamwe mpuzamakungu ritoyi ryigenga rimenyesha rikongera rikagabisha amaleta, amakungu, amashirahamwe yigenga hamwe n'abantu bose ukubaho kw'inkehwa kw'isi nzima. Ico gikorwa gihagaze mu gutangaza ivyegeranyo vyatohojwe neza, ibitabu n'inzandiko ; kuvugira imbona nkubone agateka k'inkehwa mu mahuriro mpuzamakungu ; gushiraho urunani rw'amashirahamwe n'imigwi y'inkehwa kugira ngo afashanye kuri ivyo bibazo; kurwanya umwikeko n'uguteza imbere umwumvikano w'abantu biciye mu migambi y'ugutanga inkuru n'iy'indero.

MRG riremeza ko ukwizera nyakwo kw'isi y'amahoro guhagaze mu kubona n'ugukurikirana amatati ari hagati y'imigwi y'abantu, mu gushira imbere uburyo bw'ugukinga kugira ngo ibintu ntibiyangare hamwe n'uguhimiriza ibikorwa vyiza bifasha kwubaka ukwizigiranira hagati y'imigwi ya benshi n'inkehwa.

MRG rifitaniye amasezerano y'ugufashanya n'umugwi ushinzwe imibano n'ubutunzi mw'ishirahamwe mpuzamakungu (ONU), rikaba rifashanya n'ayandi mashirahamwe menshi kw'isi yose. Icicaro gikuru caryo kiri i Londres. Imbere y'amategeko, ni ishirahamwe ry'ugufasha ariko kandi ni n'ishirahamwe ry'abanyamitahe, ryisunga amategeko y'Ubwongereza rikaba rirongowe n'urwego mpuzabihugu.

## INGENE RIKORA

MRG riratunganya amatohoza mu turere, rikabona ingorane hanyuma rigakoresha ivyegeranyo bifatiye ku vyo ryabonye. Umwanditsi wese atoranwa ubwitonzi kandi inzandiko zose zirasomwa n'abahinga bigenga batari munsi y'umunani basanzwe bakurikirana ico kibazo. Abo bahinga batorwa muri iyo migwi y'inkehwa itohoza riba ryagizweko, mu bamenyeshamakuru, mu bahinga ba Kaminuza, mu bashakashatsi hamwe no mu yandi mashirahamwe y'agateka ka muntu. Abanditsi baca basabwa gushiramwo ivyashikirijwe n'abo bahinga.
Uko rero niko MRG rimenyesha ivyegeranyo birimwo ukuri vyemerwa kandi ataho bihengamiye.



*Umutwa n'umwana wiwe barorera intambo mu Rwanda 1993.*

JEROME LEWIS.

# Abapigime b'Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini


**Ibirimwo**

5 Ugushikiriza
6 Intangamarara
9 Ubuzima bw'Abatwa
14 Ikumirana : ikibazo nyamukuru
20 Abatwa n'ugukingira amashamba
24 Amakuba Abatwa babonye mu ndwano
27 Isozera
28 Ivyifuzo
30 Insiguro
34 Ibitabu / Amadisike vyakoreshejwe.

**Canditswe na Jérôme Lewis**

*Gihindurwa mu Kirundi na Fidèle KANYUGU*

# Ingene Imiryango y'Abatwa Ikwiragiye




- Umugwa mukuru
- Igisagara kinini
- Uturere Abapigime b'Abatwa babamwo
- Uturere tubamwo Abatwa b'abarovyi
- Uturere tubamwo Abatwa bo mw'ishamba
- Imiryango y'Abatwa babumba

**Amasezerano Mpuzamakungu yo Gukinga no Guhana Icaha c'Ihonyabwoko (1948)**

**Ingingo ya 1.**
Ibihugu bishize igikumu kuri aya masezerano vyemeje ko ihonyabwoko, rikorwa mu mahoro canke mu ndwano, ari icaha kirabwa n'amategeko mpuzamakungu kandi vyishinze kugikinga n'ukugihana.

**Ingingo ya 2.**
Muri aya masezerano ihonyabwoko ni ukuvuga ibikorwa vyose mu bikurikira bikozwe mu ntumbero y'uguhonya icarimwe canke igice c'umugwi w'abantu basangiye igihugu, ubwoko, urukoba canke idini, navyo ni nk'ibi :

(a) Kwica abagize uwo mugwi ;
(b) Gusinzikaza bikomeye abagize uwo mugwi ku mubiri no ku mutima ;
(c) Gufata nabi uyo mugwi mu ntumbero y'uguhonya abawugize bose canke bamwe muri bo ;
(d) Gufata ingingo zijanye n'ukubuza kurondoka abari muri uwo mugwi ;
(e) Gutwara ku nguvu abana bakomoka kuri uwo mugwi bakabajana mu wundi.

**Amasezerano y'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Akazi (n°169) yerekeye abanyagihugu kavukire n'amoko aba mu bihugu vyikukiye (1989).**

**Ingingo ya 6.**
1. Mu gushira mu ngiro ibiri muri aya masezerano, amaleta ategerezwa :

a) guhanuza abantu vyerekeye abıcishije mu nzira zibereye na cane cane mu nzego zibaserukira igihe cose ategekanya ingingo ziraba intwaro n'amategeko biberekeye.
b) Gushiraho uburyo butuma abo bantu bashobora gufasha bavyishakiye nk'abandi banyagihugu, ku nzego zose z'ugufata ingingo, haba mu matora canke mu migwi ishinzwe itegura ry'imigambi n'ibikorwa biberekeye.
c) Gushiraho uburyo bw'uguteza imbere inzego n'ibikorwa vy'abo bantu, bikenewe hagatangwa n'ivyangombwa kugira ngo babishikeko.

**Ingingo y'7**
1. Abo Bantu bararekuriwe kwitorera bo nyene ibikorwa vyoshirwa imbere mw'iterambere na cane cane iyo bifise inkurikizi ku buzima, ukwemera, inzego n'ivyiyumviro, hamwe n'amatongo babamwo canke bakoreramwo, kugira bo nyene bitunganirize neza bishoboka, iterambere ry'ubutunzi, imibano n'akaranga. Vyongeye, babwirizwa kugira uruhara mu gutegura, kurangura no gusuzuma ibikorwa n'imigambi vy'iterambere mu gihugu no mu ntara.

**Ingingo y'8**
1. Mu gushira mu ngiro amategeko n'amabwirizwa y'igihugu aberekeye, hategerezwa kwisungwa imigenzo n'amategeko bisanzwe mu mico yabo.
2 Abo Bantu bararekuriwe kugumana imigenzo n'imico yabo, mu gihe idahushanye n'agateka kubahirijwe n'amategeko y'igihugu hamwe n'amateka yemejwe n'amakungu. Hoshingwa mu gihe bikenewe, uburyo bwo gutatura amatati yoterwa n'ishirwa mu ngiro ry'iyi ngingo.
3. Ishira mu ngiro ry'ibice 1 na 2 vy'iyi ngingo ntiritegerezwa kubuza abo bantu kwubahirizwa n'amateka yubahiriza abandi banyagihugu, n'ugukurikiza amabwırizwa bijanye.

**Ingingo ya 13**
1. Mu gushira mu ngiro ibitegekanijwe muri iki gice c'amasezerano, amaleta ategerezwa kwubahiriza akaranga n'ukwemera kwabo mu migirwa ijanye n'amatongo canke uturere twabo, bayabamwo canke bayakoreramwo, na cane cane iyo iyo migirwa isangiwe na bose.
2. Ijambo "amatongo" rikoreshwa mu ngingo za 15 na 16 rivuga uturere tugizwe n'ivyo vyose bikikije aho hantu baba canke bakorera.

**Ingingo ya 14**
1. uburenganzira bw'ukugira n'ukuganza amatongo bamye babako butegerezwa kwemerwa. Vyongeye, ingingo zishoboka zose zitegerezwa gufatwa iyo bikenewe kugira ngo zubahirize ubwo burenganzira ku matongo babamwo, mbere n'ayo bigeze kuba bakoresha mu kubaho kwabo no mu vyo bakora. Iyi ngingo yerekeye cane cane abantu bakunda kwimuka n'abarimyi batambatamba ;
2. Amaleta ategerezwa gutera intambwe zikenewe mu kuraba amatongo abo bantu bahoze babamwo, no mu kwubahiriza uburenganzira bwabo bw'ukuyatunga n'ukuyagaba ;
3. Hategerezwa gushingwa mu mategeko y'igihugu, uburyo bubereye bw'ugutatura amatati y'amatongo yokwaduka hagati y'abo bantu

**Ingingo ya 15**
1. Uburenganzira bw'abo bantu ku matongo yabo butegerezwa kwubahirizwa cane. Muri ubwo burenganzira harimwo n'uko bagira uruhara mu gukoresha, gutunganya n'ukuzigama iryo tunga.

**Ingingo ya 16**
1. Kiretse hisunzwe ibiri mu bigabane bikurikira, abo bantu ntibabwirizwa gukurwa mu matongo babamwo.
2. Iyo kwimura abo bantu biboneka ko bikenewe mu bihe bidasanzwe, bishoboka gusa mu gihe bavyumvishijwe kandi bakavyemera ata gahato. Iyo naho bidashobotse ko bavyemera , bashobora kwimurwa gusa hakurikijwe uburyo butegekanywa n'amategeko n'amabwirizwa y'igihugu harimwo n'amatohoza iyo bikenewe, adakumira abaserukira abo bantu ;
3. Igihe cose bishobotse, abo bantu bategerezwa kuronka uburenganzira bw'ugusubira muri ayo matongo, kuva igihe amatongo bimukiyemwo atakibegukira ;
4. Iyo gusubirayo bidashoboka, bivuye mu mwumvikano canke ata n'umwumvikano uhabaye, biciye mu buryo bubereye, abo bantu bategerezwa kuronka, uko bigenda kwose, amatongo y'akanovera kandi yubahirizwa n'amategeko nk'ayo bahora babamwo, ashobora kubashikana ku vyo bakeneye muri ico gihe no kw'iterambere nyakuri. Hamwe abo bantu basavye inshumbushanyo, itegerezwa gutangwa biciye mu buryo bubereye.
5. Abantu rero bimuwe bategerezwa kuronka inshumbushanyo ingana n'agahombo n'umubabaro bagize.

**Ingingo ya 33.**
1. Abakuru muri Leta bashinzwe kwubahiriza aya masezerano, bategerezwa kuraba ko hariho inzego canke ubundi buryo bubereye kugira ngo zishire mu ngiro imigambi yerekeye abo bantu kandi bakaraba ko zifise uburyo bukwiye bw'ukurangura neza amabanga zishinzwe ;
2. Imigambi ibwirizwa kubamwo :

(a) Gutegura, gutunganya, kurangura n'ugusuzuma, bafatanije n'abo vyerekeye, ingingo zijanye n'aya masezerano,
(b) Gutegurira ababishinzwe amategeko n'izindi ngingo hamwe n'uguhagarikira ishira mu ngiro ry'ingingo bumvikanye n'abo bantu biraba.

**Amasezerano Mpuzamakungu y'Amateka y'Ubwenegihugu n'Uguharanira Ubutegetsi.**

**Ingingo ya 2.**

1. Igihugu cose cemeje aya masezerano cishinze kuyubahahiriza ku bantu bose baba mu gihugu n'abagengwa n'amategeko yaco, ata gusobanura bivuye ku rukoba, ibara, igitsina, ururimi, idini, ivyiyumviro vy'uguharanira ubutegetsi canke ibindi, amamuko afatiye ku bwenegihugu canke ku mibano, amatungo, amavukiro canke ibindi.
2. Aho adasanzwe ari mu mategeko n'ayandi mabwirizwa, igihugu cose cemeje ayo masezerano cishinze gutera intambwe zikenewe, cisunze inzira zitegekanijwe n'ibwirizwa nshingiro hamwe n'ayo masezerano kugira gishireho ayo mategeko n'ayandi mabwirizwa uko bikwiye ngo bubahirize uburenganzira buri muri aya masezerano.
3. Igihugu cose cemeje aya masezerano, cishinze :
(a) Gukora igishoboka kugira ngo, umuntu wese yerekewe n'ubwigenge n'uburenganzira buri muri aya masezerano arenganijwe, atunganirizwe bibereye naho yoba yarenganijwe n'abafise ububasha bahabwa n'igihugu.
(b) Gukora ibishoboka kugira abajejwe ubutungane, intwaro n'ugushinga amategeko hamwe n'abandi babijejwe bumvirize uwo wese avuga ko yarenganijwe, hamwe n'ukwongereza uburyo bwo kwunguruza urubanza.
(c) Gucungera ko ababijejwe bashira mu ngiro ivyapfunditswe.

**Amasezerano Mpuzamakungu yubahiriza Agateka k'Abana (1989)**

**Ingingo ya 2**

1. Ibihugu bishize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa kwubaha n'ukwubahiriza amateka ari muri aya masezerano ku bana bose babibamwo kandi bagengwa n'amategeko yavyo ata gusobanura, kwofatira ku bwoko, kw'ibara ry'urukoba, ku gitsina, ku rurimi, kw'idini, ku vyiyumviro vy'uguharanira ubutegetsi n'ibindi, ku gihugu canke umugwi w'amamuko, ku matungo, ubumuga, amavukiro canke ibindi, biba ivy'umwana, abavyeyi, canke umurezi wiwe yemewe n'amategeko.

3. Ivyo bihugu bitegerezwa gufata ingingo zose kugira ngo umwana wese akingirwe amacakubiri yose canke ibihano vyomushikira kubera ico abavyeyi, abarezi canke incuti bari, bakora, ivyiyumviro bashikirije, canke ivyo bemera.

**Urutonde rwa 21rw'Ibikorwa vy'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU (Rubeshi 1992)**

*Igice ca 11 : Kurwanya ihonya ry'amashamba .*
Ukuramba kw'amashamba biva ku kuntu twebwe nyene dukingira ibiri muri yo, twemeye akamaro kayo, uruhara rwayo mw'ihindagurika ry'ibihe, mu mibano n'ubutunzi. Ako kamaro kotegerejwe kuja mu biharuro vy'ubutunzi bw'igihugu bikoreshwa mu kwiga imigambi y'iterambere. (...)
Iruhande y'uguhimiriza ikoresha neza ry'amashamba, ibihugu birakeneye gushiraho n'ukwagura uturere dukingiwe kugira bizigame amashamba. Ayo mashamba arakenewe mu gukingira ibidukikije, mu kuzigama ibinyabuzima, ubwiza bw'imisozi n'ibikoko vyo mw'ishamba.
Amashamba arakeneye gukingirwa kandi kubera akamaro kayo mu mibano n'ukwemera, dushizemwo n'inzu z'abakiba mu mashamba n'abandi baba mu micungararo yayo.
*Igice ca 26 : Gukomeza uruhara rw'abanyagihugu kavukire.*
Amaleta ategerezwa kwemera ko amatongo y'abanyagihugu kavukire akeneye gukingirwa ibikorwa bitayubahiriza hamwe n'ivyo abantu babona ko bitajanye n'imibano n'akaranga vyabo. Mu gihugu hategerezwa gushingwa uburyo bwo gutatura amatati y'amatongo n'uguhagarikira ikoreshwa ry'ubutunzi kama.
Amaleta ategerezwa gushira mu mategeko y'ibihugu uburenganzira n'amabwirizwa vy'abanyagihugu kavukire. Ibihugu bitegerezwa kandi gushinga amategeko n'imigambi vyubahiriza imigirwa ya kera, bigakingira n'itunga ry'abanyagihugu kavukire, harimwo ivyiyumviro vyabo n'ubumenyi.
Abanyagihugu kavukire babwirizwa guhabwa uruhara ruboneka mw'itegurwa ry'amategeko n'imigambi y'igihugu mu bijanye n'ugutunganya amatungo kama hamwe n'imigambi y'iterambere ibega.
Amaleta n'amashirahamwe mvamakungu bitegerezwa kwemera ivyiza, ubuhinga n'uburyo bwa kera bw'ugutunganya amatungo kama abanyagihugu kavukire bakoresha mu gukingira ibibakikije, agakoresha ubwo buhinga mu tundi turere turiko turatera imbere. Bakwiriye kandi kwigisha abanyagihugu kavukire ubuhinga bubereye bw'ugutunganya neza kurusha amatungo kama.

# Ugushikiriza

Vyinshi biramaze kwandikwa ku matati ari mu Karere k'Ibiyaga Binini vyo muri Afrika. Ihonyabwoko ry'agahomera bunwa ryabaye mu Rwanda mu 1994 riracari mu mitwe yacu twese, mu gihe indwano mu Burundi, mu Buganda no muri Kongo yitiriwe Demokarasi ziguma zivugwa n'ibinyamakuru. Yamara, ni bike cane bizwi canke vyandikwa ku bwoko bukenye kandi bugowe kurusha ubundi muri ako karere, ubwoko bw'Abatwa .

Abapigime b'Abatwa bavugwa ko ari bo bantu ba mbere babaye mu mashamba yo mu Karere k'Ibiyaga Binini vyo muri Afrika yo Hagati. Ishamba ni ryo ryari uburaro n'uburamuko bwabo, ni ryo ryabaha ibibabeshaho n'imiti kandi ryarimwo ibibanza vy'amabanga. Gukoresha neza amatungo kama y'ishamba vyatumye bashobora kubaho imyaka ibihumbi n'ibihumbi. Mu kinjana ca 19 abarimyi n'aborozi barondera inyungu niho batangura guhonya amashamba, bayatema kugira ngo baharime. Abatwa bamye bakumirwa mu mibano, naho bari bubashwe ku birimba vy'abami n'abaganwa batwara imbere y'igihe c'intwaro y'igikoroni, kubera baryosha ibirori, bari abagendereji, abahigi n'abarwanyi babo.

Aho intwaro ya gikoroni ishikiye, ihumbira ry'amashamba rirengeye urugero hamwe n'isahuranwa mu ruhigi, ikoreshwa nabi n'ihonya ry'amashamba yo muri Afrika yo Hagati be n'ubuzima bwo mw'ishamba vyagiye bigira inkurikizi mbi cane cane ku miryango y'Abatwa. Muri iyi myaka irangiye ishingwa ry'amashamba y'ibikoko ryatumye Abatwa bimurwa mu bibanza bamye babamwo. Ivyo vyarunyuye ukubaho kwabo, akaranga mbere n'ibindi, kubera amagume be n'intambara bikomeye vyakurikiye hagati y'ibihugu canke mu bihugu hagati. Twovuga ko imigwi itari mike y'Abatwa yahatswe gusambuka canke mbere yasambutse vy'ukuri.

Abapigime baba mu bihugu bitari bike vyo muri Afrika yo Hagati. Iki cegeranyo gishasha ca MRG gishingiye cane cane ku Batwa baba mu bihugu vyo mu Karere k'Ibiyaga Binini, na cane cane mu Burundi, mu buseruko bw'igihugu ca Kongo yitiriwe Demokarasi, mu Rwanda no mu Buganda . Muri ivyo bihugu bine vyose ubwoko bw'Abapigime b'Abatwa burabangamiwe n'ukubura amashamba bahora babamwo n'irindi tunga kama, umutekano muke n'ukugirirwa nabi, kwimuka bahunga intambara canke kubera ingenzi n'uguhumbira amashamba, ikumirwa mu ntwaro no mu mibano, ubukene, indwara, kubura uburyo bubereye bwo kuja mw'ishure n'ukubakengera. Naho bahuye n'amagume atagira uko avugwa, Abatwa bo muri ako karere bariko bariyungunganya uko bashoboye ngo baje hamwe barwanire bongere batezi imbere agateka kabo.

Mu gutorera umuti ingorane MRG ryashikirijwe, n'ukwitaba akamo ryatewe incuro nyinshi n'amashirahamwe y'Abatwa, mbere no mu gushira mu ngiro umugambi munini waryo ushingiye ku-gateka ka zina muntu, MRG riranezerejwe n'ugusohora iki cegeranyo gishasha canditswe n'umuhinga mu vy'imibano n'ukubaho kw'abantu ba kera Jérôme Lewis. Jérôme Lewis yarabanye kandi arakorana n'Abapigime b'Abayaka bo muri Kongo-Brazaville, hamwe kandi n'Abatwa bo mu Rwanda kuva 1993. Mu nyuma y'ihonyabwoko ryo mu 1994, yarafatanije mu 1995 na Judy Knight mu kwandika igitabu citwa « *The Batwa of Rwanda* » (Abatwa b'i Rwanda).

Iki cegeranyo kirerekana muri make ukuntu Abatwa bo muri ako karere bahora babaho. Kirerekana ukuntu bakwiragiye muri ako karere, ingene ubu babayeho n'akaranga kabo, kikaberekana bwa bantu kavukire, hamwe n'ukuntu bagerageje gukurikirana ingene ibintu bigenda bihindagurika n'ingoga. Ico gisomwa kirerekana ico Abatwa bo muri ivyo bihugu bine bahuriyeko hamwe n'ivyo batandukaniyeko, kikerekana n'ukuntu babayeho muri kino gihe, ari ababumvyi, abarimyi n'abahinga mu kuryosha ibikino. Kiragaruka na cane cane ku kuntu, Abatwa bagiye baranenwa, bagakumirwa, n'ingene agateka kabo gahungabanywa. Kirerekana n'impinga ndende barindiriye mu rugamba rwo kuzigama akaranga kabo. Mu gihe Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini boba bagomba kuzigama akaranga basangiye, barakeneye gushira hamwe inguvu zabo hamwe n'ugufashwa n'abandi babitayeho.

Mu gihe ibihugu vy'Uburundi, Kongo yitiriwe Demokarasi, Urwanda n'Ubuganda vyemeza bigashira umukono ku masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka ka muntu, vyiyemeje gufata abanyagihugu bose co kimwe, n'ukwubahiriza agateka n'uburenganzira bwabo. Mugabo nk'uko iki cegeranyo kivyerekana, vyarananiwe n'ugukora ivyo vyemeye, mbere n'amakungu ntiyashoboye kurangura ibanga ryayo ry'ugukingira abatishoboye. MRG ririzigiye ko iki cegeranyo, kizotangazwa mu Gifaransa, mu ndimi kavukire zivugwa n'Abatwa hamwe no mu Congereza, kizotuma abantu bamenya kurusha amagorwa Abatwa barimwo hamwe n'akigoro bo nyene bagira ngo bahindure ivyabaye mu myaka n'imyaka y'agacinyizo, bongere biteze imbere mu Karere k'Ibiyaga Binini, mbere n'ahandi.

# Intangamarara

### Kazinduzi

« Abapigime[1] » ni ijambo rikoreshwa mu bitabu mu kuvuga abantu bagufi, batunzwe canke bahora batunzwe n'uruhigi hamwe n'ugutoratora mu mashamba ari ku mweko ugabura isi kabiri mu bice vy'uburaruko n'ubumanuko, hamwe n'ibindi birere bihegereye vyo muri Afrika yo Hagati. Iri jambo rirakoreshwa cane n'abatari Abapigime, ariko Abapigime bo nyene barikoresha gake cane. Abandi bo barishiramwo agasuzuguro. Abapigime benshi bo mu Karere k'Ibiyaga Binini baranka iryo jambo kuko baryumvamwo agakengerwe mu babanyi babo. Ariko Abatwa barwanira agateka kabo basigaye baryemera kandi bakarikoresha bo nyene. Babonamwo iciza co kwitwa ko ari bo bantu babaye ubwa mbere muri utwo turere, bakagomba kwerekana ko bafatanye mu nda n'iyindi migwi y'Abapigime bo muri Afrika yo Hagati. Imiryango myinshi y'Abapigime ikunda kwiyitirira intara basanzwe babamwo mu mashamba, -Abambuti, ishamba rya Ituri (Kongo [ RDC]) – Abaaka, ishamba rya Lobaye ( Republika ya Afrika yo Hagati [RCA]), Abambendjelle, ishamba y'i Ndoki ( Kongo-Brazaville no muri RCA) n'ayandi.

Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini bari muri uwo mugwi w'Abapigime kuko ari abahinga mu guhiga n'ugutoratora mu mashamba yo mu mitumba n'ibiyaya bikikuje ikiyaga Kivu, mu buseruko bwa Afrika yo Hagati. Muri kino gihe Abatwa bavuga indimi nyinshi zitandukanye kandi mu bice bimwe bimwe biyita « Abarhwa » aho ukuba « Abatwa ». Mu buraruko bwa Kivu, Kongo [RDC], Abatwa bamwe bamwe bakunda kwiyita Abatwa canke Abambuti batabitandukanya. Abashakashatsi bamwe bamwe bemeza ko Abatwa bo mu Buganda bakunda kwiyita *Abayanda*[2]. Turetse ko biyita amazina menshi, baremeza bose ko basangiye ubwoko bw'Abatwa ariko gusa benshi biyita Abatwa. Iryo jambo "Abatwa" naryo nyene, cokimwe n'ijambo « Abapigime » ryumvikana kwinshi. Akatuzo mu mvugo n'igihe rivugiwemwo gusa nivyo vyerekana ko rikoreshejwe mu gasuzuguro canke mu rupfasoni. Kubera ico, Abatwa bamwe bamwe mu Burundi bishiramwo ko ubatutse iyo ubise Abatwa bagashima kwitwa « *Abaterambere* ».

Muri iki cegeranyo hakoreshejwe amategeko y'indimburo y'indimi zitwa "Bantu" mu kwerekana rudende na bwinshi[3]. Aho rero "Abatwa" vyerekana ko ari mu bwinshi, "Umutwa" naho mu rudende. Itsitso- "twa" rikoreshwa mu ndimi z'"Ikibantu" zo mu karere ka Afrika yo munsi y'ubugaragwa bwa Sahara mu kuvuga abantu bahuriye ku kuba ari canke bahoze ari abahigi – batoratozi bo mu mashamba, bavugwa ko ari bo batanguye kuba muri ako karere kandi bakengerwa. Rikoreshwa rero no ku « Bapigime » bo muri Afrika yo Hagati, ku Baboshima bo mu bumanuko bwa Afrika hamwe n'abandi bahigi – batoratozi bo mu bindi bice vyo muri Afrika. Birakenewe rero kwishimikiza uturere kugira umuntu atandukanye imigwi yabo[4].

### Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini

Ubwoko bw'Abatwa bavugwa muri iki cegeranyo buba mu ntara zo mu buseruko bw'Ubuganda, mu buseruko bwa Kongo yitiriwe Demokarasi, mu Rwanda no mu Burundi[5]. Abo Batwa baharurwa mu gitigiri kiri hagati y'abantu 70.000 na 87.000[6], bakwiragiye mu karere kangana na kirometero kwadarato 100.000. Abatwa ni inkehwa, haba mu gitigiri no mu nzego z'intwaro, muri iki gihe bakaba bari hagati ya 0,02 na 0,7 kw'ijana b'abanyagihugu bose mu gihugu kimwe kimwe cose babamwo. Nta jambo rero bafise haba mu ntwaro canke mu bindi.

Abatwa mu turere twinshi babona ko ari abantu baganjwe, ubwa mbere n'abarimyi, hanyuma n'aborozi, hamwe rero n'abazungu[7]. Mu turere tumwe tumwe Abatwa baragerageje kurwanira amashamba bamye babamwo ngo abo babaganje[8] ntibayafate, ariko ubu amashamba yarahonye hafi yose canke ntibagifise uburenganzira bwo kuyabamwo.Umugwi wose mu yabasanzeho uguma urushiriza kuyabangamira, mu kwagura indimo, uburagiro, indimo z'ibiterwa vy'ugushora, mbere ubu, amashamba y'iratiro ry'ibikoko n'imyimenyerezo ya gisirikare akingiwe. N'aho abazungu bagiye, Abatwa bo baracafise ikibazo c'ukwikukira.

Ingoma za Cami z'ibihugu vyo mu buseruko (ubumanuko bushira uburengero bw'Ubuganda, Urwanda hamwe n'Uburundi) zari zitunzwe ahanini n'uburimyi n'ubworozi. Imibano yari hagati y'imigwi ikomeye y'Abahutu n'Abatutsi yari ihagaze ku gusabishanya. Abami, Abatutsi kenshi, bategeka Abatware n'abakuru b'imiryango kubashikanira, bakagura imbibe biciye mu kwigarurira intara. Muri utwo turere, mu gihe c'ibinjana vya cumi n'icenda na mirongo ibiri, Abatwa benshi ntibari bagishoboye gutungwa n'uguhiga n'ugutoratora gusa kubera amashamba yari yahonye. Ubona ko benshi badakunda uburyo bwo kwimbura babanje kurindira umwanya muremure, Abatwa benshi bahisemwo gukora udukorwa dutuma baronka impembo buno nyene. Baca bacika abasatuzi b'ibiti, abasanuzi b'ibikoresho, abacuzi, ababumvyi, abakozi bo ku musi, abatwenza n'abaryoshabirori mu gihugu hagati, imigwi imwe imwe icika abatoni, bakora ku birimba vy'abami[9].

Uguhonya amashamba n'inkurikizi zavyo ntizagiye zirasa muri kahise no mu turere. Mu ntara ya Kivu muri Kongo, izo nkurikizi ni nkeyi ugereranije n'izo mu bihugu vyo mu buseruko. Igihugu ca Kongo yitiriwe Demokarasi gifise kahise kadasa hose kandi kigizwe n'imigwi myinshi idasangiye indimi, itunganywa ry'intwaro n'iyimuka ry'abantu. Ubworozi ntibwari bugwiriye kandi amashamba na cane cane yo mu biyaya aracariho gushika ubu, mu bice bitari bike vy'ako karere. Nico gituma Abatwa muri Kongo ubu bafise amashamba abegukira, bigatuma bashobora kwitunga, n'ukurwanya agacinyizo k'ababanyi. Ariko, mu turere twose abarimyi bimburira gushora barahashinze ruraguma kuko baruta Abatwa mu bwinshi, abo nabo bafise ikibanza gito cane kuko baciye bisunga abo babaganje.
Ico kibanza gito, ubuke bwabo hamwe n'uko imiryango yabo ishwiragiye vyatumye bagira ikibanza gitoyi mu ntwaro, hamwe n'ingorane zikomeye cane mu guharanira agateka kabo, kwanka kunyongwa n'ukugirirwa nabi.

Abatwa baranyazwe amatongo yabo hafi yose, kandi n'agasigaye ntibumva ko bakaganza. Ariko si ukuvuga ko uburenganzira ku matongo yabo bwahavuye. Aho banyazwe bidaciye mu mategeko na cane cane muri iyi misi iheze igihe c'ishingwa ry'ibibanza vy'iratiro ry'ibikoko n'ivy'ugukingira uburenganzira ku matongo yabo muri kazoza bubwirizwa guharanirwa n'ugukomezwa biciye mu ntwaro no mu butungane.

Mu ntango z'imyaka ya 1990, imigambi y'ugukingira amashamba yarasambuye imiryango ya nyuma yari ikiyabamwo irayavamwo. Abatwa baratswe uburenganzira bw'ukubaho bakurikije akaranga kabo, batabihanujwe canke ngo bashumbushwe. Kubera ko ibikoresho bizimbutse kandi vyinshi vyahavuye biboneka, ubuzima bw'Abatwa buhagaze ku myuga bwahavuye butituka, baca basigara babayeho ku mangenge batunzwe n'uguca ingero hamwe n'ugusega. Mu 1993, Abatwa b'Abanyarwanda 70 kw'ijana bari batunzwe n'ugusega[10].

Ukubaho ku mangenge kw'Abatwa kwatumye bakena kandi bakengerwa. Ahantu hose barabanena . Ababanyi babo ntibasangira ibifungurwa canke ibinyobwa, ntibabemerera kwinjira mu nzu zabo canke ngo babahe abageni. Imiryango yabo ntibana n'abandi Bantu, bategerezwa kuba kure y'imihana y'abandi. Izo nyifato ntizigwiriye mu bisagara, ariko naho nyene ukubakumira ntiguhera.

Imigwi yindi myinshi yarishizemwo nabi Abatwa, ibafata nabi nk'abantu batabushitse, nk'abantu badakwije ibikenewe, barya ibintu bibishe, batagira ubwenge canke ico bubaha. Ejo bundi mbere, ibinyamakuru vyo mu Buraya na Amerika vyaberekana nk'abahigi, cane cane b'inguge, aho ni nko mw'isenema y'i Holly Wood yitwa "Gorillas in The Mist" (Inguge mu Gipfungu), kimwe n'imbere y'amashirahamwe akingira amashamba, agomba gusigura igituma batogumana amashamba bamye babamwo.

Mu bihe vy'indwano zo mu Karere k'Ibiyaga Binini, abarwana bose bishizemwo Abatwa nabi. Abatwa ku gatwe k'umwe umwe, hamwe n'imiryango yabo, bakama bariko baraterwa n'imigwi yose ahandi naho bakabategeka nabo gufata ibirwanisho. Agateka ka muntu muri ako karere gasanzwe katubahirizwa kuri benshi, rero co kimwe n'ababanyi babo.Abatwa barasinzikajwe n'intambara. Ariko ico bataniyeko cane n'abo babanyi n'uko basanzwe batagira ico bifashisha mu bihe vy'ingorane, ibibanza bikeyi bari bakibamwo vyiharijwe n'imigwi irwana kugira ngo ibashe kwinyegeza, ukuba batagira ababavugira mu ntwaro hamwe n'ubukene bw'agahomera bunwa navyo bigatuma baguma bahendwa kandi bacinyizwa.

Turetse ukwo gukumirwa, Abatwa bamwe bamwe bo muri Kongo no mu Rwanda barashoboye kwishingira amashirahamwe yabo mu 1991. Ishirahamwe ry'uguteza imbere Abatwa (A.P.B.) mu Rwanda, hamwe n'umugambi w'ugufasha n'uguteza imbere Abapigime (Abatwa) (RIDP-Kivu) yabaye amashirahamwe ya mbere aserukira ubwoko bw'Abatwa arongowe n'Abatwa bo nyene. Yari yashinzwe ngo aharanire agateka k'Abatwa yongere abafashe kwiteza imbere mu butunzi. Ishaka n'ugukomera kw'ayo mashirahamwe vyatumye amashirahamwe y'Abahigi-batoratozi yo mu mashamba mu karere ka Afrika yo Hagati[11] akorera hamwe. Ayo mashirahamwe aheruka gushiraho imigenderanire hagati y'imiryango y'Abatwa hamwe n'amashirahamwe yabo ariko aravuka mu Burundi no mu Buganda. Amashirahamwe mpuzamakungu asanzwe afasha ubwoko yarashinze « umugwi wo gufasha Abatwa », uyafasha kuvugana n'uguhanahana amakuru hagati yayo, hamwe n'ukwirinda gusanga akora ibisa. Abatwa muri kino gihe baratanguye inzira zotuma baseruka biboneka haba mu kibano, mu gihugu mbere no mu makungu. Ubu barazi kandi baraseruka mu rugamba mpuzamakungu rw'uguteza imbere agateka k'inkehwa n'amoko kavukire.

Naho bavuga indimi zitandukanye, kenshi na kenshi iz'ubwoko bwa benshi mu karere barimwo, baremeza ko bamuka ku bahigi - batoratozi ba mbere babaye mu misozi miremire ubu babamwo, aho bakishimikiza ako kahise mu kwemeza ko biyumva ko ari bamwe.

## Abantu bahabaye ubwa mbere

> *"Ku biraba Uburundi, ba sokuru batubwiye ko Abatwa bamye aha kera cane imbere y'abandi. N'abaciye ku ntebe y'ishure ivyo barabizi. Iyo Abahutu canke Abatutsi bavuze ngo "Abatwa ni Ababumvyi kandi ntibagira iyo baba", ni kubera ko Abatwa bamye bimuka kuva na kera. Iyo Umutwa apfuye, twaca twimuka uwo musi nyene. Aho Abahutu bashikiye, baciye batangura kwagura amatongo barima,batera. Ariko Abatwa twagumye tuyerera n'inkono ku mutwe. Abatutsi baje bazanye inka. Abatwa bagumye bakengerwa kubera twari dutunzwe n'umwuga umwe w'ukubumba nk'impene irisha ivyatsi gusa."*

Umutwa w'imyaka 65, Mungwa, Burundi, Mukakaro 1999.

Abatwa biyemeza ko ari abantu kavukire kandi barasangiye vyinshi n'abantu kavukire bavugwa mu ngingo ya mbere y'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Akazi, isezerano ry'169 riraba bantu kavukire n'amoko y'abantu bo mu bihugu vyikukiye[12].

Abatwa bari mu mugwi mpuzamakungu uharanira agateka k'abanyagihugu kavukire baremeza ko ikibanza c'Abatwa muri kahise k'ako karere cisa. Akarere k'imisozi miremire hamwe n'ibice bihegereye vyo mu kiyaya gikikije ikiyaga Kivu gushika epfo kw'isonga ry'uburaruko bw'ikiyaga Tanganyika kabamwo ubwoko bwinshi bw'abantu muri kino gihe. Ababembe, Abafulero, Abahavu, Abahunde, Abahutu, Abakiga,Abanandi, Abanyanga, Abashi, Abatutsi, Abavira, Abayindu n'Abarega nk'akarorero bose bavuga ko bamuka ahandi.

Imigani y'amamuko yabo ivuga ko bahimukiye bivuye ku ndwano canke mbere mu kuhigarurira n'umuheto. Baratandukanye n'Abatwa kuko bo bemeza ko ata handi bavuye, ata n'umugani bazi w'ingene bahimukiye, ko ari bo bantu kavukire b'ukuri b'ako karere. Abatwa bemeza ko n'ubu bo bagicinyijwe naho intwaro y'agacinyizo y'Abazungu yaheze, ari naco gituma urugamba rw'ukwikukira rutararangira. Muri kahise bahanahana mu mayagwa asangiwe n'amoko yandi yose yo muri ako karere hamwe n'abashakashatsi ba kahise bo mu bihugu vy'Uburengero, barahuza mu gufata ko Abatwa aribo batanguye kuhaba. Kubona Abatware "bashizwe ku ngoma n'Abatwa" hamwe n'ingene bagumije Abatwa ku birimba vyabo, vyerekana ko mu vy'ukuri Abatwa bari mu bantu kavukire bo muri ako karere. Abatwa babicishije mu migirwa yabo bararekuriye ababasanzeho gukoresha amatongo bongera barashigikira Abatware babo. Naho kahise muri ako

karere ari ikibazo kitaratorerwa inyishu gushika ubu, ni bake bohakana ko Abatwa ari bo bahabaye ubwa mbere. Mbere no mu bitabu bikoreshwa mu mashure matomato mu Buganda, abanyeshure bigishwa ko Abatwa (n'Abambuti) ari bo batanguye kuhaba.

Mu gihe ari bo batanguye kuhaba bivuga yuko bahafitiye uburenganzira imbere y'igihugu n'amakungu. Abatwa muri kino gihe barakora cane mu Mugwi Mpuzamakungu Nshingwabikorwa uharanira agateka k'abanyagihu kavukire. Abatwa bo mu Rwanda barakurikiye ibikorwa vy'Umugwi w'Ishirahamwe Mpuzamakungu wari ushinzwe ikibazo c'abantu kavukire muri Mukakaro 1994, bongera baguma babikurikira guhera ico gihe. Muri mukakaro 1998, abaserukira ubwoko bw'Abatwa bo muri Kongo yitiriwe Demokarasi nabo nyene barinjiye muri uwo Mugwi Nshingwabikorwa. Muri ayo mahuriro, Abatwa barafashije amakungu mu gutegera ingorane z'abantu kavukire hamwe no mu gutegura imigambi ibereye ku bibazo vy'abo bantu.

Gutyo, amashirahamwe kavukire y'Abatwa ariko arakora ukwo ashoboye mu kurondera ko hokwubahirizwa uburenganzira bwabo ku matongo, ku migenzo n'imigirwa no mu gushiraho uburyo buboneka bw'uguteza imbere n'ugukingira imico n'ibidukikije bituma bashobora kugumana akaranga kabo bakongera bakagira uruhara ruboneka muri kazoza kabo. Ubudasa buri hagati y'"ugutira akaranga"- kwinjira mu bandi uhevye akaranga kawe- hamwe n'"ukunywana" –kwinjira mu bandi nk'umunywanyi yikwije kandi ukagumana akaranga kawe - ni co kibazo gihanze amashirahamwe y'Abatwa.

Amaleta yo muri Afrika yamye yanka kwemeza agateka k'abantu kavukire mu rwego rw'igisata c'agateka ka muntu mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU. Yamara, ibisabwa n'amoko y'abantu kavukire bijanye no kugira amatongo na kazoza birahuye n'amateka n'ibisabwa intwaro ishingiye ku banyagihugu. Guharanira agateka k'abantu kavukire ni ubundi buryo bwo gutorera umuti indyane z'amoko, mu kwugurura inzira y'ibiganiro n'amasezerano yubaka hagati y'ibihugu n'abanyagihugu. Intumbero y'Umugwi Nshingwabikorwa uharanira agateka k'abanyagihugu kavukire ni iy'ukubafasha guharanira agateka kabo ata gahato. Akamaro kavyo karemezwa n'amashirahamwe yitaho gufasha, iterambere n'ugukingira ibidukikije afise intumbero[13] y'ukugerageza, abicishije mu kubahanuza n'ukubashiramwo, kugira ngo ubwoko bw'abanyagihugu kavukire ntibubangamirwe n'ibikorwa vyayo. Ibi vyarafashije mu gutuma amaleta menshi yo muri Afrika yitaho kurusha agateka k'amoko y'abanyagihugu kavukire.

Iki cegeranyo canditswe biturutse ku ntumbero ubu yemewe y'agateka ka muntu ivuga ko ata gituma kihari c'ugufata abahigi canke abahoze ari abahigi - batoratozi bo mu mashamba nk'uko ari "ibisigarira" bitagira ejo kandi vyanataye igihe. Ukugene babayeho kuremewe kandi kurubahwa nk'ukw'abandi bose. Nta kibi cigeze kandi ntakiri mu kuba bagendagenda mu mashamba. Aho amashamba agisigaye, ubwo buzima burabereye no mu bihe turimwo, gusa bukwiye kwisununura n'ugutera imbere nk'ubundi bwose. Abatwa bose, baba abakiba mu mashamba, baba n'abatagifise uburenganzira bwo kuyabamwo, babwirizwa kwubahirwa yuko bafise uruhara bishangije rw'ukuba ari bo bantu ba mbere bahabaye, hamwe n'uko ari bo, aho bataniye n'abaje mu nyuma, bashoboye gukoresha ibidukikije batabihoneje canke ngo babibangamire. Igituma abaje mu nyuma bafise amasi meza yo kurima ni uko bahababungabungiye.

Nk'uko bagize umuryango wisa w'inkehwa, Abatwa bararekuriwe kwakira akaranga canke imico y'ayandi moko ya benshi canke bakagumana akaranga kabo bwite, uko bo nyene bavyishakiye. Gukumirwa ku nguvu canke "kumera" nk'abandi ku nguvu ntawovyemera. Kubera bafise ubwenegihugu bw'ibihugu babayemwo n'isi nzima, hisunzwe amasezerano mpuzamakungu y'agateka ka muntu, uburenganzira bw'abo bw'ukugira amatongo n'ayandi matungo, bw'ugutunganirizwa n'ubutungane, bw'ukwiga mw'ishure, bw'ukuvuvurwa, bw'ukuronka akazi n'izindi nyungu ntibisaba ko basa n'abandi mu nyambaro, mu mvugo, mu vyo barya, mu nzu, mu kazi canke muri make mu kugene babayeho.

# Ubuzima bw'Abatwa

### Imibano y'abahigi- batoratozi

Naho Abatwa benshi ubu badashobora guhiga n'ugutoratora, ukuba bahoze ari abahigi – batoratozi birafise ingaruka ku mibano n'akaranga vyabo. Ubuzima bwabo burafise ukuntu muri bwo nyene butera imbere, bikerekana inzira ibintu bitera bihindagurikamwo kandi bikabafasha kumenyera n'ingoga kurusha abandi.

Ubwoko bumwe bumwe bw'abahigi - batoratozi, nk'ubwoko bw'Abapigime bataziriwe ngo bábona "inyungu y'umubiriraho"[14] baratandukanye n'abarimyi, aborozi n'abanyamitahe bo barindira inyungu izoba iraza aho igikorwa kimara igihe kirekire imbere y'uko umwimbu usarurwa canke uribwa, aho ibikorwa biringanijwe bisumbasumbana, hanyuma amatungo akomeye akaba yegukira umuntu umwe umwe.

Imiryango y'ababona inyungu y'umubiriraho bo barajwe ishinga na kubu gusa. Abo Bantu bo bashaka gutahana ingero buno nyene igikorwa giheze. Basoromye baca babirya buno nyene kandi ni gake bashingura ibirenzeko. Bakunda kwimuka kandi bo bakabibona neza. Aho bashitse usanga babana ari nka 60 bari mu dusago 10 canke utuzu tw'utwuzuriraho. Izo nsago ziba zubatswe ku buryo zishobora kwagurwa canke kugabanywa kugira ngo igikorwa c'uguhiga n'ugutoratora gishoboke kandi umuryango ugume wiyubatse. "Kwigira kure abandi"- guhunga abo boba batase- biri mu nyifato zabo z'ugutorera umuti ingorane. Kenshi na kenshi "Abapigime" barimuka mu guhunga ingorane nk'inzara, indwara, agacinyizo kava ku babanyi babo b'abarimyi, canke amatati ari hagati yabo.

Barashimikira cane cane kw'itegeko ry'ugusangira batarinze kuguza kugira birinde ubusumbane hagati mu muryango. Umuntu afise ibirengeye ivyo akeneye buno nyene abwirizwa gucirako abandi atiteze ko hari ico bamusubiza. Abandi basangiye ikibano baca basaba imbona nkubone ko abacirako. Ukwo "gusangira" gutuma mu mibano n'ubutunzi badasumbana. Biribonekeza ko ata busumbane buri hagati y'abagabo n'abagore canke abashaje n'abakiri bato. Umuntu wese arashobora guserura iciyumviro, agakurikira ashatse canke akanka guhatirwa ku vyo abandi bashaka, we nyene uko abibona. Mu mibano y'abakunda inyungu y'umubiriraho canke abahigi – batoratozi, abagabo n'abagore ni ho boba banganya uburenganzira kurusha ahandi hose hazwi[15].

Umugenzo w'ugusega n'ubundi « buryo bw'ukudasumbanya » bituma haba uburinganire hagati y'abasangiye ikibano. Uruhara rw'imboneza ruvana n'igihe : abantu, abagore canke abagabo, basanzwe bazwi kubera uburambe n'ubuhinga bwabo muri bimwe bimwe, barashobora kwemerwa n'abandi ko bafise ubushobozi ku bandi gusa muri ubwo buhinga, nk'akarorero mu misi mikuru y'uruhigi canke y'ugutoratora, canke mu bihe vy'imigirwa imwe imwe, canke kuvugira abandi imbere y'abatari muri ico kibano. Uburyo bwa kera bw'ukurongora abandi nta mategeko bugenderako, bukaba buhagaze ku kuja inama n'uko iciyumviro gishikirijwe gishigikirwa iyo cumvikana. Abahinga muri bimwe bashobora gusanga batemewe, bakabiyamiriza canke mbere bakabaheba iyo bagomvye kwitwaza ubushobozi bundi atari ubwo bari basanganywe.

Muri bino bihe, izo nyifato zituma abantu biyamiriza indongozi zabo n'ababaserukira mu gihe bibaza ko barenze akarimbi, mu gihe batahanuje abo baserukira, canke iyo babifisemwo inyungu zirengeye iz'abandi . Iyo migenzo irahushanye n'ivy'inzego za none ziziga mu ndongozi, bigatuma bigora kuronka indongozi zizigiwe mu ntwaro. Amashirahamwe y'abandi bantu akunda gukorana n' « indogozi » agaca rero yinubwa iyo hadutse ukutumvikana, amatati canke amacakubiri, ugasanga hari benshi biyita indongozi canke ata n'umwe ahari. Iyo amashirahamwe atabategereye mw'itunganywa ry'imibano yabo, Abatwa birabaca intege mu kigoro barimwo ko kwiteza imbere. Ubuzima bw'abahigi – batoratozi bushingiye ku nyungu y'ikibiriraho birabangamira iterambere r y'uburimyi kubera umugenzo wo kugabura umusesekara ugabanya ishaka rikenewe ukabuza kuziganya . Abatari muri bo kenshi babifata nk'ukwisubiza inyum. Ariko aho amashamba atarahona, Abahigi - batoratozi nk'Abapigime babayeho neza ugereranije n'abarimyi.

Abahigi - batoratozi bagerageza kubungabunga ikibano cugurutse ata mbibe kandi coroshe gishimikira ku kungana kwa bose, kidakumira umuntu n'umwe. Abahigi-batoratozi baca bemera imigenzo iri mu mibano n'akaranga vy'abandi ibanyaga itunga kama. Ivyo ni vyo bishikira Abatwa, bikanasigura igituma bavuga indimi zitandukanye naho bemera ko basangiye amamuko n'akaranga bishangije[16].

### Ingene Abatwa babayeho muri iki gihe.

Muri kino gihe, Abatwa bari mu migwi itatu dufatiye ku bibatunze: abatunzwe n'ishamba, abarovyi n'ababumvyi[17].

#### Abanyeshamba-Impunyu.

> *"Kuva kera na rindi, twamye tuba mw'ishamba. Co kimwe na data na ba sokuru, natunzwe n'uguhiga n'ugutoratora muri iyi mitumba. Hanyuma Abahutu baraza. Barengera ku biti baratemagura baraharima. Barabandanya batema bongera barima gushika aho bakikiza ishamba ryacu n'imirima. Ubu rero bageze ku dusago twacu. Mu kibanza c'amashamba, ubu dukikijwe n'imirima y'ibirayi!"*

Gahut Gahuliro, umutwa, yavutse mu 1897, Muhabura, Uganda, Mukakaro 1999.

Abatwa batunzwe n'ishamba biyita "Impunyu". Bari hafi y'ibihumbi indwi (7.OOO). Muri kino gihe baba mw'ishamba kandi ni ryo ribatunze. Abatwara ivyo birere rimwe na rimwe bavuga ngo ntibiri mu mategeko kuja muri ayo mashamba. Impunyu nyinshi ubu ziba hagati y'amashamba n'imirima ariko zikorera mu mashamba imisi yose. Impunyu zizwi ko ziba mu bumanuko bw'Ubuganda, mu buraruko bw'Urwanda, mu bumani uko bw'Urwanda hamwe n'ahatari hake mu ntara ya Kivu (Kongo), cane cane hirya no hino y'iratiro ry'ibikoko ry'igihugu rya Kahuzi-Biega. Nta womenya ko hoba hakiri Impunyu mu Burundi.

Impunyu ni abantu bagendagenda, bava hamwe baja ahandi, mugabo bamara umwanya munini mu bibanza bashimye, haba mu mashamba hagati canke inyuma yayo. Impunyu barashobora kuronka ivyo bafungura mu guhiga ibikoko bitobito na bininibinini hamwe no gutoragura ibiti, amababi, hamwe n'ivyamwa, ubuki n'ibizinu mu bihe vyavyo. Hanyuma kandi baraguza n'abarimyi ivyo bakura mw'ishamba n'ibintu, indya canke amahera, bagahingura utugenegegene mu vyavuye mu mashamba bagurisha, bakongera bagahemberwa ibikorwa vy'uburimyi n'ibindi.

Imigwi usanga ari mito, ni gake irenza abantu 50. Kenshi na kenshi ugasanga bisunze umuryango kanaka. Iyo hapfuye umuntu, baramuhamba bagaca bimuka buno nyene. Vyinshi mu vyo bemera bihagaze cane ku mashamba, ku guterekera ibiterekerwa mu tubande, imitumba, ibiyaya, imyonga n'ibiti bimwe vy'ibimazi. Naho ivyo bibanza vyubashwe vyoba biri mu maratiro y'ibikoko akingiwe, Impunyu zibandanya zibigendera mu mpisho. Ziremewe ko zizi cane ubuzima bwo mw'ishamba n'ikoreshwa ry'imiti iva mu biti. Naho tutazi vyinshi ku mibano y'abagabo n'abagore, itegerezwa kuba ibafata kumwe, nk'uko biri mu yindi migwi y'Abapigime.

Umuryango wose urafise akarere wiharije. Naho bashobora kugendagenda uko bashaka mu turere tw'abandi, kenshi na kenshi baguma mu bice vyabo kuko bazi kurusha abandi amatungo kama ariyo. Muri kino gihe abatagishoboye kuronka amashamba baracari mu matongo yasubiriye amashamba bahoramwo, aho kenshi bafatwa nk'abahigaruriye canke abagererwa, naho ayo matongo ari ayabo vy'ukuri.

Naho zizi ubuhinga bw'ukurima, impunyu ni gake usanga zirimira. Akazi ko ku musi ku musi canke ingero y'indya nivyo bijanye n'ukubaho kwazo. Birazwi ko Impunyu zitunzwe n'ugusega, kimwe mu bifatirwako mu gusigura igituma bakenye. Ariko ivyo sivyo. Nimba Impunyu zisega cane muri kino gihe kurusha kera, vyerekana ko amashamba yoba ari yo ageze ahatemba, canke ko zitagishoboye kuyashikamwo. Gusega nibwo buryo ku Mpunyu bwo gusabikanya n'ababanyi babo batabatahura canke batabona akamaro k'ugusangira. Ubusuma bwo mu mirima, naho ubu butagwiriye, ni uburyo bukoreshwa n'abahigi - batoratozi kugira ngo basabikanye nababanyi batabishaka.

**Abarovyi**

Hazwi ibintu bike cane kuri utwo tugwi. Benshi muri bo baba hampande y'ikiyaga Kivu no mw'izinga Ijwi muri Kongo yitiriwe Demokarasi, abandi bakaba ku nkengera z'ibiyaga Tanganyika na Rweru. Igitigiri cabo ntikizwi ariko coba kitarenga hagati y'abantu 3.000 na 4.000. Ubutunzi bwabo bushingiye ku mazi: bakaba amafi n'ivyimburwa vyo mu murima canke amafaranga; kubera ari abahinguzi b'utugenegene, abagabo bakora ubwato n'ingafe, abagore nabo bakajisha ibiseke, imikeka n'insenga. Bamwe barabumba, abandi benshi nabo barafise amatongo. Nkuko ishirahamwe ry'Abatwa PIDP ry'i Kivu ribimenyesha, boba barabujijwe kurobesha amato ngo kubera badafise uruhusha rw-ukuroba. Co kimwe n'abandi Batwa, bafatwa nk'abahabaye imbere y'abandi kandi baratumirwa mu migirwa ikomeye y'ababanyi.

**Ababumvyi**

Abatwa benshi muri kino gihe, abari hagati ya 60.000 na 76.000, bagize umugwi udatomoye. Ni ukuvuga ko uterekana bikwiye ibikorwa vy'Abatwa "b'ababumvyi" benshi muri kino gihe, ariko birumvikana kubera Abatwa babona ko ata kundi mu gihe abarimyi n'aborozi bigaruriye amashamba yabo.

> *" Twari abahigi n'abanyamabanga b'Umwami. Twarahigira Umwami ingwe. Baba Abahutu canke Abatutsi nta warinda ngo abishobore, kiretse twebwe Abatwa. Ubwa kera amatongo si yo yari aturaje ishinga. Ahantu tuhamaze nk'ukwezi, twaca twimuka. Aho dushitse tugaca twubaka akandi gasago. Abandi baje bagatangura kurima, baca bahaguma. N'abana babo mbere bakagumaho. Ariko twaguma twimuka. Ntitugira amatongo, dufise inkono gusa."*

Umutwa w'imyaka 40, Nyangungu, Burundi, Mukakaro 1999.

Uko Abandi baza mu mashamba y'Abatwa hanyuma bakayahinduramwo amatongo n'uburagiro, niko Abatwa bahindura imirimo yabo. Turetse guhiga n'ugutoratora, baca bakwiragira bava ku muhana baja ku wundi, abagabo bagakora akazi ko gukingira abandi, bagakora utugenegene bongera barima, mu gihe abagore nabo baba bariko barabumba. Uko igitigiri c'abimukira mu mashamba caba kinini, niko amashamba yahinduka amatongo bica bituma Abatwa batari bake bagira ingorane z'ukuronka ibifungurwa n'ayandi matungo yo mw'ishamba.

Amashamba amaze guhona, abandi bimuka ntibari bagica ku Batwa mu kwihereza ishamba n'ibirivamwo. Aho Abatwa batari bagishoboye gutungwa n'ishamba, ababanyi babo baciye batangura kubishiramwo nabi, kubakumira, mbere kubacura bufuni na buhoro vyaciye vyoroha kandi birongerekana.

Turetse aho bashobora kumara igihe kirekire ari abashumba canke abagererwa ba bene amatongo, Abatwa bagumye bayerera, baba mu tuzu tw'ivyatsi canke ibihunda vy'ibitoke[18] gushika ubu vuba cane batarajwe ishinga n'ikibazo c'amatongo. Naho bagumije imigenzo yabo y'ukubaho, Abatwa bafashe indimi n'ibigirwamana vy'ababanyi babo. Baciye basangira amazina y'imiryango hamwe n'imigenzo ijanye n'ubugeni, kandi Abatwa bari bafise uruhara rukomeye mu mabanga y'i bwami n'imigirwa y'uguhezagira imirima.

Kenshi na kenshi Abatwa basaba abantu bifise kurusha abandi. Bamwe bari abasavyi b'Abatware, canke *Umwami*, nk'uko bitwa. Mu ntara ya Kivu muri Kongo bavuga ko umwami adafise Abatwa ku kirimba ata kazoza afise. Muri ako karere Abatwa bavugwa ko bagira uruhara ntangere mu mabanga y'intwaro za kera. Mu mayagwa n'imigirwa, Abatwa baboneka ko ari bo batanga ubutegetsi. Abatwa kandi barakora ibikorwa vyinshi ku kirimba, nk'ugutwenza, kurerura umwami, guhiga n'ugutumwa, iyo atari ba mbangamatwi canke ingabo. Abatwa bamwe baragabiwe amatongo n'Umwami mu kubashimira ku bikorwa vyabo, bake muri bo baraba ivyegera vy'Abatware, mbere umuryango umwe w'Abasyeti bo mu Rwanda, baragizwe Abaganwa.

Kubera ko amashamba yahindutse uburagiro n'imirima, Abatwa benshi baciye batungwa n'umwuga w'ukubumba ku buryo ari wo usigaye uranga Abatwa, mu gishingo c'ishamba n'uruhigi. Kubona umwuga w'abagore

ari wo usigaye ubaranga, vyerekana ikibanza kinini gihabwa abakenyezi mu buzima bw'ubwo bwoko. Mu gihe uruhigi rubujijwe n'amategeko ku wutabifitiye uruhusha, bakaba batagira amatongo yo kurima, birumvikana yuko uruhara rw'abagabo mw'itunga ry'urugo rugabanuka cane.

Muri kino gihe ukubaho kw'umuryango guhagaze ku bakenyezi. Ingo zabo ntizihuta zirarama, abagore benshi twabajije batubwiye ko bamaze kugira abagabo benshi. Abana bagumana na ba nyina babo, iyo abo na bo barwaye canke batagishoboye gukora, umuryango uhakwa kwicwa n'inzara. Uko uruhara rw'abagabo mw'itunga ry'umuryango rugabanuka, ni ko bikengera kandi bakengereka mu mibano. Abagore benshi baridoga ko abagabo babo ari imborerwa. Abagabo nabo bidoga ko bibagora gutunga abagore babo kubera badashoboye kubagurira impuzu n'ibindi bakunda.

## Ugutakaza ubundi buryo bwo kubaho, ikindi kibangamiye akaranga

Guhera mu myaka ya 1970, amasoko menshi yatanguye gucuruza ivyakorewe mu mahinguriro bica biramenyerwa cane. Abatwa b'ababumvyi baca bagumiza ibiciro uko vyahora, kandi bizimbutse. Kubera ifaranga ryagiye riratituka, inyungu nyakuri ivuye mu bubumvyi yaragabanutse, ibikoresho vyo mu mahinguriro bisubirira ivyo babumba bica biragwira cane kw'isoko. Runo ruririmbo rw'Abatwa b'i Rwanda rurerekana ayo bagowe:

*"Ayee… ayee… ayee*
*Ibumba riragumye… ayee*
*Ibumba ryarataye agaciro*
*Ibumba ryahora rimpa akanyama nkoza ibindi*
*Ibumba ryarampaye amahonda ngashobora kwinywera impeke*
*Ibumba ryarampaye ibiharage narya neza ngakoza ibindi vyinshi … ayee*
*Nsiga jenyene nararuhishijwe n'agaciro gato k'ibumba*
*Ibikombe amasahani n'amasafuriya vyaraje*
*Ayeeeeee…"*[19]

Vyongeye, n'ibumba ryahavuye rigora kuronka kuko uko amatongo yaga niko beneyo baguma barondera kurima mu myonga. Bene amatongo barashobora kandi kubankira gukura ibumba, bigatuma Abatwa barinda kugenda ibirere birebire barirondera. Abo bene amatongo barabarihisha ibumba. Uko amatungo kama agabanuka niko Abatwa batayaronkera uburenganzira. Akandi karorero ni inkwi zikenewe cane mu guturira inkono no mu guteka. Kubera amatongo yaze n'ibidukikije bikagabanuka cane, Abatwa bafashwe bariko batema ubwatsi baturiza inkono barahakwa gukubitwa, gutukwa canke gupfungwa. Nico gituma bisigaye bibagora kubandanya kubumba.

Muri kino gihe abo Batwa bakibumba bategerezwa kuba bakenye cane amahera, ahubwo biranatangaje kubona bakibibandanya. Ariko, iyo akamaro k'ukubumba n'ugushora inkono kaba kemewe mu kibano cabo, ku bw'Abatwa ibituma vy'ukubibandanya bica bigaragara.

Kubumba inkono ni igikorwa rusangi, gihuza abagize umuryango bose. Abana, imiyabaga hamwe n'abagabo rimwe na rimwe barafasha abagore gukura n'ugutwara i muhira iryo bumba riba rigitose kandi riremereye. Gukura ibumba hamwe n'ukurondera ivyatsi vy'uguturiza inkono bituma bakomeza umubano, bumva ko ari bamwe kandi basangiye vyose. Ku bw'Abatwa b'ababumvyi b'iki gihe, ukubumba kurafise akamaro mu mibano, co kimwe no mu butunzi. Ako kamaro mu mibano ntikagarukira mbere ku Batwa gusa.

Kubera ko bakumirwa mu kibano, Abatwa birababagora kwegera abandi bantu. Iyo bashoye inkono rero ni akaryo ko kuyaga n'abandi. Naho ico kiyago kitotuma bagurisha inkono, ni akaryo ko kuronka akazi canke kugabana, canke kumenyerana gusa. Abatwa bamwe baravuga ko bashobora kugabira inkono abandi bantu, bizeye ko baca bababera abagenzi, bakazobagabira nabo canke bakabafasha mu kindi gihe. Ariko naho kubumba ataco vyinjiza mu butunzi, ni akaryo ko kwunga ubucuti bushobora kugira akamaro kanini muri kazoza. Kubona batakironka ibumba n'ubwatsi bwo guturiza inkono birafise ingaruka mbi cane ku mibano n'ubutunzi. Abatwa benshi basanga bategerezwa gutungwa n'akazi ko ku musi ku musi iyo kabonetse, canke gusega - ivyo vyose bikaba uburyo butabereye kandi bukengeretse cane bwo kubaho, kenshi bugasaba ko bakora umwe umwe canke bakorera hamwe, bakoreshwa n'uwutari Umutwa.

Muri kino gihe gusega ni co gitunze Abatwa benshi kuruta ibindi. Abana bamwe bamwe, na cane cane ababa ahegereye ibisagara, batangura gusega bagifise imyaka 4 canke 5. Ni bo bafashwa kurusha bakuru babo. Abavyeyi b'Abatwa b'i Kanzenze mu Rwanda bavuze ko inzara yabarembeje gushika aho barya ibishishwa vy'ibitoke bagererwa iyo bakoreye Abahutu. Barashobora kumara hagati y'imisi itatu n'itanu bagenda batarigera baronka ico barya. Abana babo bahavuye bababeba bagenda gusega mu bisagara kubera inzara yama na ntaryo iri i muhira.[20] Mu bihe bigoye nk'ivyo, inzara n'ubukene vyarasambuye imiryango. Imibano yarononekaye, ikibano ntikikirama, nayo ubucuti bufatiye ku gusabikanya bwaratitutse.

*"Kera, iyo umwe muri twebwe aronse akanyama twarasabikanya twese. Ubu turonka bike ku buryo tutaronka n'ibihagije imiryango yacu. Umwe wese muri twebwe arigwanako. Uramutse usanze turiko turafungura, turaguhamagara tugasangira, ariko ntituronka ivyo ujana kugaburira umuryango wawe nka kera."*

Umutwa w'imyaka 45, Nyangungu, Burundi, Mukakaro 1999

Uko ingorane zigwira niko imiryango igenda isanzara. Inguvu z'ukurwaniriza hamwe ababanyaga amatongo, ababacura bufuni na buhoro n'ababagirira nabi ziragabanuka, bigatuma babura amahoro, bagakengerwa, bakorera abandi kandi bakama mu bukene.

Abatwa bamye barangwa n'ibikorwa vy'ubutunzi. Ibikorwa vyabo vy'ubutunzi vya mbere vy'abagabo, guhiga n'ugukora utugenegene, vyarataye agaciro cane, ubu naho igikorwa c'abakenyezi c'ukubumba kiriko kiratituka. Ibi vyatumye Abatwa n'Abatwakazi bagira ingorane z'akaranga.

Amashirahamwe kama y'Abatwa aritayeho ico kibazo. Mu Rwanda bariko baragerageza gushigikira Abatwa b'ababumvyi mu kubaserukira imbere y'abategetsi mu gihe hari amatungo akomeye abangamiwe, mu gushiraho imirimo n'ubuhinga bishasha, hamwe n'ukubasubiriza inzu n'ibikoresho mu bibanza bahoze babumbiramwo. Barabafasha kandi mu kugurisha ibintu bikoze mw'ibumba haba mu masoko matomato canke y'igihugu. Amashuri y'ubuhinga bw'ukubaza n'ukubarira arafasha mu kwigisha Abatwa ubundi buhinga bujanye n'umwuga.

Ariko, iterambere nyaryo ry'imiryango y'Impunyu z'Abatwa batunzwe n'amashamba hafi bose bararirwanya. N'amashirahamwe y'Abatwa (menshi ari mu bisagara kandi agizwe n'abatava mw'ishamba) ashira imbere imigambi yotuma bamera nk'abandi bantu. Nta kiriko kirakorwa ngo amashirahamwe y'ugukingira ibikoko hamwe n'ibisata vy'amaleta yegukira vyubahirize uburenganzira bw'Impunyu ku mashamba muri ako karere, ngo babarekurire gushika mu bibanza vy'amabanga bikomeye canke ngo babagurize ibindi bibanza kugira bahige bongere batororemwo. Ntibabona akamaro k'imigambi y'ukubaha akazi kaboneka, y'ukubigisha ubuhinga n'imyuga, y'ukubafasha kwiserukira n'ukwiyungunganya.

## Ubudasa hagati y'Abatwa bari mu bihugu bitandukanye

Ubudasa bunini buri hagati y'Abatwa bo mu buseruko (Uburundi, Urwanda n'Ubuganda) hamwe n'Abatwa bo mu karere ka Kivu muri Kongo. Ibihugu vyo mu buseruko bigwiriyemwo Ubwoko bw'Abahutu n'Abatutsi, nayo intara ya Kivu muri Kongo irimwo amoko menshi. Ikumirwa ry'Abatwa muri Kongo rifatiye mu kubafata nk'"abanyeshamba" hamwe n'ukuntu bamana intekera ku mutwe ntibarime, aho gufatira ku kaneno mu vy'ibifungurwa bigirwa cane n'Abahutu n'Abatutsi. Mugabo iyindi migenzo y'amacakubiri ibakumira, nk'ukubishiramwo nabi n'ukubarenganya biri hose.

Abitaho [21]Abatwa basanga ubudasa buhagaze ku kuba Abatwa b'i Kongo bagifise amashamba. Abatwa b'i Kongo baremanga imico n'akaranga vyabo na cane cane ko benshi bagitunzwe n'uguhiga n'ugutoratora. Ivyo bibaha uburyo bw'ukutazera inze, kwanka gucurwa bufuni na buhoro n'ukutagirirwa nabi. Muri kino gihe mu Burundi, mu Rwanda mbere no mu Buganda, Abatwa bahisemwo kudasubira kwimuka kuva aho batakirekuriwe guhiga n'ugutoratora mu mashamba. Ivyo bituma basigara bazeye uburaro n'ub uramuko ku yandi moko, bakimuka bakurikira abandi canke barondera akazi aho kurondera inyamaswa n'indya zo mw'ishamba. Inkurikizi y'ukuzera inze n'ukwiheka ku yandi moko babana ni uko Abatwa bataye akaranga kabo bagafata ak'ubwoko bwabaganje bubakikije. Abatwa benshi bo mu Burundi no mu Rwanda baraterwa isoni n'ico bari ku buryo babona umengo ntibishoboka ko bokwikurako iceyi batewe n'ugukumirwa, kunenwa hamwe n'ubukene ruhasha bafise. Benshi bashima gufata akaranga k'amoko babana n'ukwemeza iceyi cegekwa ku kubaho kwabo kwa kera. Umuntu yokwibaza ko hari Abatwa na bakeyi boba barashoboye kwinjizwa mu bandi muri ako karere. Muri Kongo Abatwa benshi baracabayeho nka kera kandi ivy'ukwinjizwa mu bandi bavyitayeho na buke.

Ukuntu ubukirisu bwateye imbere mu Batwa bo mu Buganda, mu Rwanda no mu Burundi birasigura igituma bashimye kuja mu bandi ariko siko bimeze muri Kongo. Yamara amacakubiri no mu mashengero yarinjiye ku buryo Abatwa batigera biga bikwiye ivy'Imana canke ngo baje mu barongoye ishengero. Baranakurikira ishengero kanaka kubera ubukene bakurikira amaronko kurusha aho boba bavyiyumvamwo canke bafashe ingingo ivuye ku mutima.[22]

Indwano z'urutavanako zihagaze ku moko mu Rwanda no mu Burundi ntizaziganije Abatwa, zarabasinzikaje ziranabatera ubwoba. Abatwa baragerageje kutagira aho begamiye ariko birabagora bakava hamwe baja ahandi, bahengamira ku mugwi babona ushoboye kubakingira. Abatwa bo muri Kongo biraborohera kutagira aho begamira kuko bo bagishoboye kwitunga. Ariko indwano yabarambiyeko ntizobura kugira inkurikizi mbi.

Naho bavuga ko abantu bangana imbere y'amategeko, ni gake Umutwa yitwara muri Sentare. Mu Burundi no mu Rwanda, Abatwa benshi baratinya cane kwitwarira ababarenganije[23], mu gihe Abatwa bo muri Kongo nabo bihanira bo nyene ababagiriye nabi, kuko bavuga ko abategetsi batabitaho.

## Agateka k'Abatwa imbere y'amategeko

Ivyo bihugu vyose vyaremeje Amasezerano y'Agateka ka Muntu n'Abanyagihugu muri Africa. Uburundi, Urwanda, Kongo n'Ubuganda vyaremeje Amasezerano Mpuzamakungu y'Ukurwanya Amacakubiri Ashingiye ku Moko ukwo ari kwose, Isezerano Mpuzamakungu ry'Uburenganzira bw'uguharanira Ubutegetsi n'Ubwenegihugu hamwe n'Isezerano Mpuzamakungu ry'Uburenganzira mu vy'Ubutunzi, Imibano n'Akaranga. Mugabo nta gihugu na kimwe cemeje Isezerano ry'169 ry'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Akazi ryerekeye abanyagihugu kavukire n'Amoko mu Bihugu vyikukiye, ritanga umushinge w'Amasezerano Mpuzamakungu akingira inkehwa n'abanyagihugu kavukire. Nta Leta n'imwe ifise umugambi utomoye werekeye Abatwa. Nk'uko umwanditsi yabibonye, utwigoro amaleta agirira Abatwa tuva ku bakozi bayo bamwe bamwe b'umutima bageragenza kugira ivyo bashoboye vyose mu gushigikira no gufasha Abatwa kurwanira agateka kabo bwa banyagihugu, ariko si umugambi wa Leta wo gukomeza amategeko ariho kugira afate co kimwe abanyagihugu bose. Ukwo kutabinegwa kubonekera mu kudashira mu ngiro ivyerekeye Abatwa biri mu Masezerano Mpuzamakungu yo Kurwanya Amacakubiri Ashingiye ku Bwoko yemeje. Ingaruka mbi ni uko ibisata vya Leta vyitwa ko vyitaho Abatwa (cane cane ubushikiranganji n'ibisata vyabwo biraba amashamba n'ibikoko) batitaho ibiganiro nyavyo vyoshikana ku migambi ibereye y'ukubateza imbere. Kenshi na kenshi bafasha Abatwa ari uko bemeye guheba imico kama yabo n'ukugene bamye babaho bagacika abarimyi baguma hamwe, atari vyo biri muri ayo masezerano. Ishira mu ngiro ry'ayo Masezerano n'Amabwirizwa ryotuma haba intambwe iboneka mu gutorera umuti ingorane zitari nke zibangamiye Abatwa.

Ingorane mu butunzi n'imibano zihanze abantu bose muri ivyo bihugu, n'ingorane z'Abatwa rero zotegerwa muri iyo ntumbero. Ivyo bihugu biheruka canke biracari mu ntambara zikomeye n'amatati hagati y'abanyagihugu zahitanye abantu n'ibintu vyinshi, bigatuma agateka ka zina muntu katubahirizwa. Muri ako karere, abanyagihugu bose bararembejwe n'ingorane, ariko birazwi ko Abatwa ari bo babangamiwe n'ubukene n'ukutishobora kurusha abandi. Bikava ku kuntu ikumirwa ryunyura ubukene bafise.

Mu Rwanda no mu Burundi bariko baragerageza kugabanya ingorane z'amoko inyuma y'intambara zabaye hagati y'Abahutu n'Abatutsi. Iyo ni intambwe nziza cane, mbere Abatwa bavuga ko ikumirwa rikomeye kandi ribera ku mugaragaro ryagabanutse biboneka muri iyi myaka iheze. Ariko baranavuze yuko mu mpisho kunenwa vyagumye ari ingorane ikomeye bakaba mu vy'ukuri bagumye babura

uburenganzira n'ibindi bihabwa abandi babanyi atari Abatwa.

Ibihugu vyo muri ako karere birakwiye kurushirizaho mu gukurikiza ingingo zifatwa zo gushira mu ngiro Amasezerano Mpuzamakungu yo Kurwanya Amacakubiri ashingiye ku Bwoko no kurwanya ukunenwa n'ikumirwa bigirirwa Abatwa. Leta y'Uburundi yarateye intambwe ikomeye mu gufasha vy'akarorero ngo Abatwa baserukirwe muri Leta. Umutwakazi ni we arongoye umugwi uhuza amoko yose mu Nama Nshingamateka y'Uburundi. Ishirahamwe ry'Abatwa ryo mu Rwanda CAURWA riheruka kwumvikana n'Ubushikiranganji bw'Intwaro yo Hagati gushinga umugwi bahuriyemwo wo kwumvisha Abatwara mu nzego z'intango ingorane Abatwa biharije. Ibikowa vyiza nk'ivyo birihutirwa muri kano karere. Gushira umukono kw'Isezerano ry'169 ry'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Akazi hamwe n'ugushira mu ngiro Itangazo Mpuzamakungu ry'Agateka k'Inkehwa vyokwerekana ko ivyo bihugu vyiyemeje koko kurwanya amacakubiri y'ubwoko n'urukoba agirirwa Abatwa.

# Ikumirana: Ingorane nyamukuru

*"Baradutyoza ngo dufungura indya mbi. Kera twari ibijuju, twarya ibikoko vyo mw'ishamba. Abahutu baca baratwirukana. Ico baduhaye ntibasubira kucakira: indya, amasahani, inzoga. Badusukira inzoga mu biganza vyacu! Buhoro buhoro ubu kutunena biriko biragabanuka. Kuva kera cane twarahevye guhiga. Ariko kubera tudafise inzu, abandi ntibaratwubaha. Batubona nk'ibikoko gusa."*
Umutwakazi w'imyaka 35, Burundi, Mukakaro 1999

Ikumirwa ry'Abatwa riri gutatu: hari ukubishiramwo nabi, kubanena n'uguhonyanga agateka kabo. Ikumirwa ry'abanyagihugu kavukire mu kurenga Amasezerano Mpuzamakungu yo Kurwanya Amacakubiri Ashingiye ku Bwoko, riri mu bihugu vyinshi vyo muri Afrika.[24] Muri kino gihe, mu bantu babangamirwa cane n'iryo kumirwa rishingiye ku bwoko muri Afrika hari cane cane abahigi-batoratozi canke abahoze ari abahigi - batoratozi - kenshi ni inkehwa ziyizi kandi zizwi n'ababanyi ko ari bo banyagihugu kavukire b'ukuri, bakomoka ku bantu ba mbere babaye mu turere barimwo. Turetse uko abantu babizi, ivyigwa vyagereranijwe birerekana ko ikumirwa rikomeye kandi ribabaje ryagiye rirongerekana kuva aho abahigi - botoratozi batari bagishoboreye gutungwa n'uguhiga n'ugutoratora, bagahava barondera kubaho ahanini nk'abandi babanyi babo. Ikumirwa rikaze cane mu gihugu hagati kurusha mu bisagara, rikagirwa n'abanyagihugu, rimwe na rimwe bafashijwe n'Abatware b'intango[25]. Abatwa ni ko karorero k'abantu babayeho nabi cane.

### Ingene babishizemwo nabi

Kenshi na kenshi Abatwa babafata nk'ibinyeshamba, ishamba ritasirimuwe n'aborozi canke abarimyi. Co kimwe n'ishamba, Abatwa niko barakengerwa ariko baranatinywa. Hafi bose bazi ko ari abantu batabushitse, abantu basa n'ibikoko, ataco baziririza mu vyerekeye amabanga y'abubatse, barya indya mbi kandi zizira, co kimwe n'ibikoko badahaga, badashobora kumaramara canke ngo bisonere, ata co bibanga. Baberewe n'ibikorwa vy'umwanda kandi biruhisha kandi bakarangwa n'inyifato yabo n'ubugufi[26]. Ivyo babagerekako, harimwo n'uko ngo bavuka bari munsi y'abandi, ivyo bikaba ari vyo biranga inyigisho z'ugukumirana kw'isi yose.

Hamwe hamwe nko mu Rwanda aho kuvuga ibitandukanya amoko bibujijwe n'intumbero ya Leta, ikumirwa ribonekera mu majambo umuntu akoresha, kandi bagakomeza barisigura bishimikije ayo mabi babegetseko kurusha ubwoko. Abantu bavuga ko ata kwicarana n'Umutwa kuko ari umwanda, bakanka guhana na bo abageni kuko ngo boba batagira umuziro ikindi canke ataco bibanga, canke bakavuga ko Abatwa batarima kuko ari ibinebwe.

Hakoreshwa canke hadakoreshwa ibimenyetso vy'ubwoko, mbere harenzwe Amasezerano Mpuzamakungu yo Kurwanya Amacakubiri Ashingiye ku Bwoko, ivyo bitutsi babagerekako biratomoye kandi biragaragarira mu nyifato y'abandi imbere y'Abatwa[27].

Hariho amazina batazira Abatwa, harimwo *Abayanda*[28] (Abantu biba), *Abashenzi* (abantu badasirimutse) canke *Abashezi* (Abapfumu), *Gutyoza* (gukengera), *Intarima* (abantu badakubita isuka), *Abaryantama* (abantu barya intama), *Abaterampongo* (Abantu barya impongo, indya zitaribwa), n'ibindi. Mu mayagwa no mu migirwa y'i bwami, kubera ubuzima bw'Abatwa buhagaze ku ruhigi, bufatwa ko butabereye kandi bukengeretse[29], Abatwa nabo bagafatwa ko atari abantu babushitse. Izo nyifato zirafise ingaruka mbi ku kibanza Abatwa bahabwa mu bandi: ntibabemerera ko ari bo bantu ba mbere bahabaye kubera atari abantu vy'ukuri, n'ibindi bibi Abatwa bakorerwa bigashingira ngaho.

Mu kuvuga, bafatiye kuri ivyo babagerekako, ko Abatwa atari abantu babushitse, ababanyi babo baba bemeje ko bobo babarengeye. Abatwa benshi, naho batavyemera, baraterwa ubwoba n'abandi bantu kubera ubwishi, ku buryo batubahuka kwikurako ako kagaye ku mugaragaro. Hari n'ababitorerako akoyoko. Iyo bateye ikigongwe ababanyi babo bituma basega bakaronka kurusha. No mu kwigira ibitazi, ibirema, Abatwa bamwe baba bashaka guhunga amabanga boshingwa canke amabwirizwa ataborohereza.

Mu ntara nyinshi, ubukene burenze urugero bwaratumye ubucuti hagati y'Abatwa butituka, buratera ingorane hagati y'abubakanye, bwongera butuma imigwi yabo itaguma hamwe. Abatwa barishize mu mutwe ivyo babavugako, vyongera vyunyurwa n'inyifato ibakumira y'ababanyi batunze kubarusha. Barondera kwigana abandi mu gufata ibimenyetso biranga ababanyi babo: kwambara impuzu nshasha, kurima n'ukuba mu nzu z'amatafari ahiye. Ariko naho Abatwa ivyo babishikako, ni gake cane usanga ababanyi babemera.

N'abatari Abanyafrika barafise ukwo bishizemwo ubwo bwoko bw'Abatwa. Abakingira ibikoko b'i Buraya na Amerika ya Ruguru bazi ko Abatwa ari abahigi, na cane cane b'inguge. Inkurikizi zavyo zirateye ubwoba ku Batwa baba hafi y'amashamba y'ibikoko bikingiwe, kuko abacungera ayo mashamba bama na ntaryo bababangamiye.

N'Abatwa hagati yabo barakengerana. Umutwa yashoboye gutunga canke kuronka ikibanza mu bandi ntasubira kwemera ko ari Umutwa. Imiryango yose y'Abatwa baronse amatongo n'inzu zikomeye mu Burundi birabashavuza iyo biswe Abatwa, bagashima kwitwa *Abaterambere*, ni ukuvuga abantu bariko baratera imbere. Mu vy'ukuri abo Batwa barafasha mu kwishiramwo nabi abandi Batwa bagashigikira ibivugwa kuri ubwo bwoko.

### Ukubanena

Abahutu n'Abatutsi bo mu Karere k'Ibiyaga Binini ico banenera Abatwa ni uko barenga umuziro w'ukutarya intama. Umugani w'ikinyarwanda ngo"ntawusukiranya impene n'intama" uravyerekana bakanawukoresha mu gusigura igituma banena Abatwa. Mu bindi birere ikumirwa ry'Abatwa risigurwa n'ingene baguma bayerera mw'ishamba nk'ibikoko. Turetse aho inyigisho za politiki zivyunyura, Abatwa barakumirwa n'ababanyi babo, cane kandi co kimwe. Abandi bantu ntibosangira na bo indya canke ibinyobwa,

ntibokwubakana canke ngo babareke babegere, ngo bicarane ku ntebe imwe[30] canke ngo bakore ku bikoresho vy'ukurirako no kunyweramwo. Babwirizwa kuba kure y'abandi, kuvoma hepfo y'abandi, kutegera ibibanza birimwo abandi, mbere n'iyo bariko baragurisha ibintu mw'isoko, bashobora kwicara impera gusa, kure y'abandi badandaza.

## Ukutubahiriza uburenganzira

### Uburenganzira bw'uguhiga n'ugutoratora

Naho bisabwa n'amasezerano n'amabwirizwa mpuzamakungu ko ibihugu vyubahiriza, bikingira bigateza imbere akaranga k'inkehwa n'abanyagihugu kavukire, abahigi - batoratozi bo ntibafise n'uburenganzira bwo guhiga no gutoratora[31]. Iyo ni ingorane ikomeye ku Batwa, batagishoboye guhiga no gutoratora mu mashamba menshi asigaye mu turere bamye babamwo. Naho n'abandi bose babujijwe guhiga, inkurikizi zavyo ntizingana n'iz'Abatwa batunzwe n'amashamba. Uruhigi n'ibindi bikorwa bijanye ni vyo biranga akaranga, ubutunzi n'ukwemera vy'Abatwa – Impunyu, mugabo siko biri ku bandi babanyi babo.

### Uburenganzira bwo gufatwa nk'abandi bantu

Mu bisanzwe Amaleta ntafata Abatwa nk'abandi banyagihugu[32]. Amaleta yo muri ako karere ntiyigeze afata ingingo zotuma Abatwa baronka "uburenganzira n'umwidegemvyo biri muri aya masezerano yihaniza amacakubiri aho aturutse hose, yaba ay'urukoba, ubwoko, …amavukiro canke ibindi" nk'uko biri mu ngingo ya 2 y' Amasezerano yerekeye agateka ka Muntu n'Abanyagihugu muri Afrika[33].

Mu bihugu vyose bibamwo Abatwa muri ako karere, benshi mu babanyi babo barafise impapuro z'amavukiro z'abana babo, hafi bose barafise karangamuntu, ikarata yo kwivurizako n'izindi mpapuro zibagenga mu gihugu. Yamara ni gake Abatwa usanga bafise izo mpapuro. Ibiharuro vya rusansuma vyerekeye Abatwa ni gake usanga bikwiye canke ari ivy'ukuri[34]. Mu vy'ukuri, umwana w'umutwa akumirwa guhera akivuka, hanyuma uko akura niko ukunenwa, ubukene n'ikumirwa bibandanya bibigiza kure y'abandi. Rimwe na rimwe, Abatwa, na cane cane abagererwa, ntibafise uburenganzira bwo gutembere no kuja mu mashirahamwe, ba shebuja bakababwiriza kubakorera no kubatuma ibindi bashoboye. Naho bibujijwe n'amategeko, ivyo birashikira n'abandi Bapigime bo muri Afrika yo Hagati[35]. Kenshi na kenshi kubera badafise impapuro zibaranga, batiga amashure kandi badashikira bikwiye inzego z'ubutungane, Abatwa bameze nk'imburagihugu ziri mu gihugu.

Uburenganzira bw'Umutwa umwe umwe ntibushemeye na gato. Abatwa bama bariko bararenganywa kandi ababarenganije ntibahanwe n'ubutungane[36]. Bamwe bo babona ko ata kibi kirimwo mu kunyaga Umutwa ibintu vyiwe, ku nguvu canke ku rwenge, kenshi bakavuga ko bavyihaye batavyivye. Abatwa ni gake batumbera bikwiye ubutungane canke ngo batsinde urubanza iyo barenganijwe. Ako karenganyo karerekana neza ko Abatwa badafise uburenganzira bumwe n'abandi bantu bo mu Karere k'Ibiyaga Binini.

### Uburenganzira bw'ugutunganirizwa nk'abandi imbere y'amategeko.

Naho ibihugu vyo muri ako karere vyemeje Amasezerano Yubahiriza Agateka ka Muntu n'Abanyagihugu muri Afrika[37], Abatwa ntibangana n'abandi imbere y'amategeko, ntibumvirizwa neza kandi ku mugaragaro, ntibafatwa ko bera gushika aho icaha kibagira, ntibacirwa imanza ziciye mu kuri kandi ntibakingirwa abababurabuza n'ababatera.

Haravugwa ko bishika kenshi Abatwa bagahahazwa imbere y'ubutungane[38]. Hari n'aho bigera aho ababishinzswe bumvikana n'abarimyi kubanyaga amatongo yabo canke gupfukapfuka ibibi bikomeye biba vyakorewe Abatwa[39]. Hari n'Abatwa bavuze ko barinda kuronka uwundi muntu atari Umutwa abavugira ku bakuru imbere yo kuja kwitwara. Kwitwarira umubanyi mu butungane bisaba ukurinda n'uburyo burengeye ubushobozi bw'Umutwa. Mu bihugu vyinshi, Abatwa bavuga ko baterwa ubwoba n'ababarenganya bababwira ko batazwi n'amategeko. Kubera ko benshi badafise n'impapuro zibaranga, abantu bababwira ngo ntaco bobafasha kandi ntihagire n'umwe yumviriza urubanza rwabo. Umutwa umwe ni we yavuze ati: " Umutwa apfuye ni nk'uko imbwa yoba ipfuye. Nta n'umwe avyitaho."

### Uburenganzira bw'ukuvurwa

Abatwa benshi iyo barwaye bikora ku miti kama bitegurira. Hariho insiguro zitatu kuri ivyo[40]. Ubwa mbere, Abatwa barazwi ko ari abahinga mu kuvuza indwara imiti y'imyahano n'iyindi. Ariko imiti yabo naho ivura ntivura indwara zose. Mu bituma babandanya bakoresha iyo miti ya kera harimwo n'uko badafise uburyo bwo kwivuza ku baganga b'ikizungu.

Insiguro igira kabiri ni uko Abatwa batagira amafaranga canke izindi mpapuro z'ukwivurizako. Kuja kwa muganga bisaba ko uba ufise ikarata yo kwivurizako, amahera y'ugushikira umuganga n'ayo kugura imiti. Abavuzi b'imiti ya kera baremera kurihwa ibindi bintu canke ibikorwa. Mbere, mu Burundi, aho abakene bafise uburenganzira bwo kwivuza ku buntu, kenshi na kenshi Abatwa ntibazi ko bafise ubwo burenganzira kandi ni gake ababishinzwe babibamenyesha. Nta Mutwa n'umwe mu baganiriye n'uwanditse iki gitabu yari afise ikarata yo kwivurizako ku buntu. Ariko abatishoboye bo mu yandi moko bari bayafise.

Ivyo ni vyo bidushikana ku nsiguro ya gatatu – ugukumirwa kw'Abatwa. Imigambi y'amagara y'abantu irakunda gusiga inyuma Abatwa[41]. Amasekeza y'ugucandaga aribagira cane imiryango y'Abatwa, na cane cane iyo baba ahantu hagoye gushika. Iyo Abatwa bigoye bakaronka udufaranga two kuja kwa muganga, cane cane mu gihugu hagati, abakozi bo kwa muganga hamwe n'abarwayi barabadindiza. Hari n'Abatwa bavuze ko batarekuriwe kwinjira aho abarwayi barindirira, kwicara ku ntebe iruhande y'abandi, ko mbere hari n'aho batukwa canke bagakankamirwa, bakavurwa ari uko abandi bahejeje, hakaba n'aho basubizwa inyuma iyo umwanya warenze.

Amashirahamwe PIDP na CAURWA ariko ariga ingene mu Batwa hoba abakozi mu vy'amagara y'abantu bohuza inzego z'amagara y'abantu mu gihugu n'imiryango yabo. Ibikorwa vyabo vyoba

bibangabanganywe n'ivy'abavuza imiti ya kera kugira ngo Abatwa bitorere aho bivuza iyo barwaye.

## Uburenganzira bwo kuja mw'ishure no kuronka akazi

Kuja mw'ishure navyo ni ingorane ikomeye ku Batwa. Abarangije amashure yisumbuye bari munsi ya 0,5 kw'ijana. Kuja mw'ishure camye ari igikorwa c'abahiriwe kuva ku gihe c'intwaro y'igikoroni. Ni cane cane mu turere abandi bize cane usanga abana b'Abatwa batanguye kuja mw'ishure, ariko na ho nyene kenshi na kenshi abana b'Abatwa bamara kw'ishure umwaka umwe canke ibiri. Ni gake abana b'Abatwa baheza amashure y'intango. Akamaro k'ibikorwa bijanye n'akaranga kabo nk'uguhakura ubuki, gukura ibumba, ntikigera kaja mu nteguro z'ivyigwa, haba no mu mashure yagerewe Abatwa.

Kenshi na kenshi Abatwa ntibashoboye kwirihira amashure. Amashure amwe amwe arongowe m'amadini arigisha abana b'Abatwa ariko mu gihe abavyeyi babo ari yo basengera. Ngaho mbere abo bana b'Abatwa barashobora kuronka n'agafashanyo k'ibikoresho n'amafaranga, kandi ntibaturubikwe cane nk'abari mu mashure ya Leta kubera amategeko rukirisu adakumira. Abatwa benshi ntibashobora kuja muri ayo mashure, kandi turetse muri ivyo bibanza, biragoye gutora Abatwa kw'ishure.

Birumvikana ko iyo abantu bakenye cane umuntu wese mu muryango abwirizwa gukora kugira ngo ashobore kubaho. Abana, cane cane abayabaga ni bo usanga bakenerwa. Mu miryango y'Abatwa ikenye cane, abana batobato bajana n'abakuze gusega mu masoko, mu bituro vy'amatagisi n'ibindi bibanza bihuriramwo abantu benshi. Imiryango y'Abatwa ikenye cane ntishobora kwikura abakozi binjiriza umuryango; canke ngo bashobore kuriha amahera y'ishure, kugura ibitabu, amakaramu n'umwambaro hamwe n'ukubatekerera ibifungurwa. *"Twoshobora kwiga gute n'inzara mu nda?"* ni yo nyishu yatangwa n'abana b'Abatwa babajijwe igituma batari kw'ishure.

Abatwa bagerageje kuronka amafaranga kandi bakemererwa kwiga baranenwa, bagakankamirwa mbere bakanaturubikwa. Abandi bana barabasaka mu masaho batekeyemwo ibifungurwa kugira barabe ko batariko barya indya zizira. Abandi bana bagize abagenzi mu bana b'Abatwa baca batukwa bagatwengwa na benewabo. Ufashwe usangira n'Umutwa biratuma ucika igicibwa mu bandi. Kenshi mbere abana ntibahava ngo bakine n'abana b'Abatwa, ngo basangire canke bicarane bariko barafungura.

Bageze mw'ishure naho abana bo mu bundi bwoko ntibemera kwicarana ku ntebe n'Abatwa. Amashure menshi afise intebe ziharіwe Abatwa gusa, aho usanga bicaranye ari batatu canke bane aho bobaye babiri ku ntebe nk'abandi. Abatwa usanga ari bake cane kandi baragowe bakanavunwa intege n'ingene bakumirwa bagaturubikwa. Abigisha ntibakunda abana b'Abatwa kandi ntibahana abana babasindira. Hariho n'abaca babafasha. Umwana umwe w'umutwakazi mu Burundi ni we yavuze ingene umwigisha yamubabaje cane:

> *"Nari mfise umwigisha w'igikoko mu mwaka wa gatatu (w'ishure ry'intango). Umusi umwe nashitse nacerewe. Arambaza igituma nacerewe ndamubarira. Aca andungika i muhira. Ageze kumpamagara ngo ngaruke yarankubise nirirwa ndarira umusi wose. Ambwira ngo ninje gusega nk'abandi Batwa bose, yongera kandi aranyirukana. N'ubu iyo ndamubonye nca ncika ivutu."*

Umukobwa w'Umutwakazi w'imyaka 16, Burundi, Mukakaro 1999.

Ivyo vyose vyarafashije kugira habe ubudasa mu kwiga hagati y'Abatwa n'abandi bo mu yandi moko. Naho umuntu yoheza amashure nta cemeza ko atoguma akumirwa. Ababanyi b'Abatwa bize barashobora kwicarana n'abandi, barashobora kunywana, ariko amacakubiri yo agumaho. Abatwa ntibaronka akazi hari uwundi yagasavye, abo bakorana baguma babigizayo mu kutabatumira inyuma y'akazi ngo baganire, ntibemerere Umutwa ko aduzwa igiti canke aronka akandi karusho bijanye nk'ukubandanya kwiga mu kibanza ciwe hakaja uwo mu bundi bwoko. Inkurikizi ni uko usanga Abatwa ari bake cane mu buzi busanzwe, bw'umushahara. Inkurikizi yindi iva kuri ukwo gukumirwa mu kazi no mu gusigara inyuma mu kwiga n'ugukarisha ubwenge, ni uko ivyari bizwi ngo Abatwa bafise ubwenge buke bica bikomezwa.

Amashirahamwe y'Abatwa akorera muri kano karere aremeza ko kwiga ari yo nzira nyayo kugira Abatwa bagire uruhara nyarwo mu buzima bwa kino gihe, akaba ariko aragerageza uburyo bushobora kubibashikanako. Mu Burundi, igikorwa nyamukuru c'amashirahamwe y'Abatwa ni ukwigisha abakuze gusoma n'ukwandika hamwe n'ugushira abana mu mashure. biramaze kuboneka ko Amashirahamwe yashinzwe mu bibanza bigiramwo gusoma n'ukwandika ari inzira nyayo y'ukubashikana ku bindi bikorwa vy'iterambere[42].

### Uburenganzira bw'ukwitegurira kazoza

Harenzwe ingingo ya 22 y'Amasezerano yubahiriza Agateka ka Muntu n'Abanyagihugu muri Afrika, ifatiro nyamukuru y'intumbero y'amaleta n'amashirahamwe mu migambi y'iterambere ry'Abatwa n'abandi Bapigime irahonyanga akaranga n'imico kama yabo. Iterambere ry'Abatwa ryitiranywa n'uguhagarika imico yo gusabikanya, kwimuka n'ugukoresha ubwenge n'ubuhinga bwa kera. Imirimo kama y'Abatwa nk'uguhiga gutoratora, gusabikanya hamwe n'ukwimuka kenshi bavyumva nabi, bakabifata ko ari ukuba batarashikira intambwe abandi bariko mw'iterambere ry'imibano ari vyo bikwega amapfa n'ubukene vya misi yose. Ivyo bibazo biratandukanye n'ibiri mu vyigwa vyagizwe ku bahigi-batoratozi b'Abapigime, vyerekana ko barya neza kurusha ayandi moko muri Afrika yo munsi ya Sahara.

Iciyumviro c'uguteza imbere ubuhinga bw'Abatwa bagisiga inyuma. Mu gihe abarimyi bahimirizwa kugura ibikoresho n'imiti y'ibiterwa, aborozi nabo kwagura amararo, gucandagisha no kwogesha ibitungwa, Abatwa bo bababuza kugura inkoho n'amasasu vy'uguhiga neza bisubirira amacumu, imiheto n'imyampi. Mu gihe abarimyi bahimirizwa gushora ivyimburwa vyabo, aborozi nabo inka n'impene nayo abarovyi bagahimirizwa gushora amafi, Abatwa ntibarekuriwe guhiga n'ugushora inyama z'ibikoko bafashe. Naho bagerageza kubisigura, biraboneka ko bikumira Abatwa mu kubaho kwabo.

Ivyiyumviro bibi bigerekwa ku Batwa vyarashinze imizi ku buryo ari gake amashirahamwe avuga ko aharanira Abatwa mu « kubateza imbere », « kubashira mu bandi » n'«ukubagira nk'abandi », abagisha inama kubera ko bavuga ko "batera baja inyuma" kandi badafise ivyiyumviro bibereye kwumvirizwa. Inyishu ku ngorane z'Abatwa zitegurwa kandi zihabwa Abatwa zivuye hanze, kenshi na kenshi zizanywe n'abatari Abatwa, bibera mu bisagara . Mu bice bimwe bimwe amashengero arahiganwa mu kubatiriza n'ukugerera Abatwa.

Kenshi na kenshi ivyo bikorwa niko biratuma bareka kuziga uburaro n'uburamuko ku barimyi ariko baca baguma babuziga ku yindi migwi iva hanze. Ivyo rero birashobora gukwega ingaruka mbi zikomeye ku Batwa. Imiryango irasambuka hagatangura kuja imbere indongozi zitabereye zifashwa n'iyo migambi, ziteranya « Abashaka ko ibintu bihinduka » n' « abanka ko bihinduka » zigakoresha uburyo zihabwa n'iyo migambi mu gufasha bamwe bagakumira abandi, rimwe na rimwe bagasambura n'ikibano.

Iyo Abatwa batanguye kurima, bica biduza urwanko hagati yabo n'ababanyi babo b'abarimyi. Abarimyi ntaco bunguka kiretse ko bahomba rwose mu kubona abahora babarimira bikwiye kuko baronse amatongo. Urwo rwanko rwama rukwirikira umugambi wose wunganira Abatwa. Ubutunzi bwifashe nabi ku banyagihugu nka bose bo hagati mu gihugu muri ako karere ; ababanyi b'Abatwa barakenye, bakabona rero ko Abatwa batonye.

> *"Dupfa kuronka agafashanyo kagaca kadukwegera ishari n'ingorane mu babanyi. Twigeze kuronka amasabuni n'uburengeti, ababanyi baca bavuga ngo ntibazosubira kutugurira inkono kuko leta yariko iradufasha".*

Umutwakazi w'imyaka 30, Burundi, Mukakaro 1999.

Ingorane z'ubutunzi ziba mu mihana yo mu gihugu hagati zikwegera Abatwa ishari, bagashobora gutabwa ko ishavu. Ni kenshi ababanyi bagerageza kwica imigambi y'Abatwa mu gushiraho imitego y'amategeko, kenshi na kenshi bikagirwa n'ababarongoye, canke mbere n'abarongoye iyo migambi. Kenshi ababanyi canke Abatware bo hasi bategeka amashirahamwe ngo babe ari bo bacungera itangwa ry'ibintu nk'amatongo, amasuka, imipanga, imbuto, ibikoresho vyo kwubaka, imiti n'ibitabu vy'ishure, kugira babone kunyuruza ivyo bashoboye kuronka kuko igitigiri c'Abatwa kitazwi. Abatwa bateye imbere baraburabuzwa bagaterwa ubwoba, haba mu majambo canke mu bikorwa, bakanyagwa amatongo bakongera bakibwa ku mugaragaro, kenshi na kenshi Abatware bo hasi bagakingira ikibaba ababigira[43]. Ivyo ntibishikira Abatwa gusa, birashikira n'abandi banyagihugu kavukire nk'Abasani (san) bo muri Afrika y'amajepfo, Abapigime b'Abaka (Baka) bo muri Kamerune.

Umutwa aserukira abandi mu Burundi ni we yavuze ati :

> *" Ntitwokwagiriza abakuru bo hejuru ko batugirira nabi, oya. Ingorane zose zihagaze ku ba tware bo hasi. Umukuru w'umutumba {Umutware wo hasi} aragerageza kwica ico tugize cose. Yibaza ko Abatwa batazigera bamenya kwandika. Ashaka ko twama mu bukene bwacu tukaguma dusega. Aturungikira abantu, abakuru, kudupfunga ata gituma. Nka jewe ndi mu bo barondera kurusha. Ico ngomvye kugira gica kirenga impinga ngaca mfatwa".*

Umutwa w'imyaka 40, Burundi, Mukakaro 1999.

Hari n'abandi Bantu ataco bibanga baca ku bukene bw'Abatwa mu gusaba amahera y'ukubafasha bagaca bayakubitira ku mufuko. Ikibabaje ni uko bishika kenshi ku buryo Abatwa basigaye binuba abatari Abatwa bitwa ko babavugira. Muri make Abatwa bashaka ko bakurikirana intambwe yose y'iterambere ryabo.

Amashirahamwe y'Abatwa arashimikira ku kamaro ko gutohoza neza ivyo Abatwa bakeneye n'ivyotangura bafatiye ku kugene bo nyene babibona, ku kamaro ko gushinga imigambi no gutorera umuti ingorane bafadikanije n'Abatwa vyerekeye, gufasha Abatwa gutegura, kurangura imigambi no kuraba ivyarangutse. Mu kurangura imigambi mito mito, bararonka akaryo ko gushiraho uburyo bwisunga ivyo umurwi wose wisangije.

Ibikorwa vy'iterambere vyinshi vyakunze kwisunga ubukene Abatwa bafise, mu gutorera umuti ingorane zishika ku munsi ku munsi zitewe n'ubukene hamwe n'ikibanza gito bafise mu bandi. Ariko ibikorwa bishimikiye ku magara yabo, amashure, imbuto, ibikoresho n'uburaro vyofasha Abatwa, ntibishemeye. Ivyo bikorwa mbere biribagira iterambere ry'Abatwa muri kazoza. Ntivyitaho bikwiye gutanga inyigisho zisunga iterambere ry'imiryango y'Abatwa n'abayigize muri kazoza ka kure, kubafasha kuronka karangamuntu, canke kubasabira amatongo n'ubutungane, canke mu gufasha imigambi y'indero irwanya amacakubiri y'amoko.

Amashirahamwe y'Abatwa ariko aragerageza kwitaho iterambere ryo muri kazoza atibagiye n'ubukene buhari. Imbere y'indwano mu Rwanda, amashirahamwe y'Abatwa yari yarashinze ishure ry'ubuhinga bw'ukubaza n'iry'ukubarira ry'urwaruka rw'Abatwa, yongera arashinga n'imigwi y'abatamvyi bagira ibiteramo mu mihingo myinshi y'igihugu. Mu guhimbaza umwaka wahariwe abanyagihugu kavukire (1993), i Kigali harateguwe umusi ndangakaranga w'Abatwa, ukwirikiranirwa no kuri Radio-Rwanda. Igikorwa c'ukuvugira Abatwa camye ari co gishimikirwako. Abaserukira amashirahamwe y'Abatwa bamara umwanya mu nini bariko barasigurira Abatware b'intango, abakuru hamwe n'amashirahamwe mvamahanga amagume benewabo barimwo, bakavugira canke bakabera mu ngoro Abatwa canke imiryango yabo.

**Uburenganzira bw'ukuronka amatongo.**

Abahigi – batoratozi muri Afrika nzima ntibagira uburenganzira bwo kuronka amatongo naho Amasezerano yo muri Afrika[44] abibarekurira, mu gihe mu yindi mihingo y'isi nko muri Ostraliya na Kanada bafise ubwo burenganzira. Guhiga n'ugutoratora bavuga ko turavye ibidukikije bitagikwiye, bisubiza inyuma canke ari ukwonona amatongo. Ivyo bibanza bafata ko bitagira benevyo, kenshi na kenshi bakavyinyagira ata nkomanzi, ntibibaze ko abahigi – batoratozi ari bo bene ho. Icitwazo gikwiragizwa kandi gikumira kurusha ni ukuvuga ko guhiga atari uburyo burekuwe bwo gukoresha isi, bigatuma ababandanya bahaba ata

burenganzira bahagirako. Ivyo birahushanye n'ibikwiragizwa ngo uwurimiye ahantu, canke mbere n'uwuhororeye aca aharonkera uburenganzira kandi ata wushobora kuhamunyaga bidaciye mu mategeko kandi akaronka n'umuzibukiro.

Abatwa benshi biyumvira ko amatongo ari uburenganzira rusangi canke ari ay'umuryango aho kuba ay'umuntu umwe umwe. Ivyo niko biri cane cane mu Batwa bibera mu mashamba. Kubura indongozi zikomeye mu Batwa nakwo kwatumye badashobora guhangana n'abandi baza kubatwara amatongo basangiye, na cane cane iyo hagumye ari ishamba. Gushika ubu gusangira amatongo ntibizwi n'amategeko yerekeye amatongo muri ako Karere[45]. Umuntu ku gatwe kiwe canke amashirahamwe yemewe ni bo bashobora gusaba amatongo. Vyongeye, amategeko agenga uburenganzira bw'abamye baba mu matongo bw'ukuyiganzira arakumira Abatwa bagendagenda, akirengagiza ko amatongo yabo menshi wogira ngo igihe cose ntawuyabamwo.

Abatwa n'ubu ntibafise uburenganzira bumwe n'abandi ku matongo. Muri kino gihe benshi ntibagira amatongo, baba mu matongo y'abandi bantu y'amashengero canke ya Leta bagererewemwo canke bigaruriye. Abitwa ko bafise amatongo bafise ikibanza kirimwo inzu gusa. Mu Buganda (1995), 82 kw'ijana b'Abatwa ntibagira amatongo na mba, n'abari bayafise ntiyari ashoboye kubabeshaho[46]. Mu Rwanda (1993), 1.6 kw'ijana b'Abatwa gusa ni bo bari bafise amatongo akwiye yo kurima[47]. Ni gake Abatwa bibutswe mw'itanga ry'amatongo inyuma y'ukwikukira. Amatongo Abatwa bagifise ni ayo bari bafise imbere y'ukwikukira.

Muri kahise, Abatwa bamwe bari baragabiwe amatongo n'abaganwa canke abakuru b'imiryango kubera ibikorwa baba barabakoreye. Abatwa bamwe mbere batemye amashamba babamwo kugira baronke amatongo. Ubu benshi muri abo basigaranye agace gato cane k'ayo bahorana. Vyaribonekeje ko Abatwa batashoboye kuzigama amatongo bari bafise naho bari bayafitiye uruhusha.

Intara z'imisozi miremire zibamwo Abatwa ziramera cane kandi ziraberanye n'uburimyi. Abantu rero baciye bahagerera ari benshi ni co gituma ari ho usanga haba abantu benshi cane kurusha ahandi muri Afrika ndimwa. Amatongo barayaniganira cane. Hasigaye agace gato cane katarimye, hanyuma kandi abantu ntibahahabwa co kimwe mu barimyi n'aborozi. Muri ayo matati y'amatongo, Abatwa biroroshe kuyabaka. Ivyo bishobora gushika mu buryo bwinshi.

- *Kwomora Abatwa mu matongo yabo.* Kubomora vyarashitse, inyuma yaho amashiramwe mvamakungu yo gufasha, amaleta n'Abatware bo hasi bumvikaniye gushinga amashamba akingiwe, aho hashizwe imbere ineza y'ibikoko kurusha iy'Abatwa bahabaye kuva kera (biri mu kigabane gikurikira).
  Abatwa benshi bagererewe mu matongo y'abandi. Kubera ko abantu babandanya bagwira amatongo nayo akabandanya yaga, ayarimwo abagererwa barayabaka bakayaha amacuti ya "beneyo" ayakeneye. Ni ibisanzwe ko abagererwa b'Abatwa ari bo birukanwa ubwa mbere. Abatwa kenshi babona ko barenganijwe kubera ari bo bahabaye kuva kera. Benshi baranka kuhava bigahava bikwega amatati batari butsinde.
- *Kuhava bivuye ku kurenga akarimbi, iterabwoba n'ubusuma.* Muri ako karere, Abatwa bafise amatongo baravuze ingene ababanyi bamwe bamwe bunguruza akarimbi kugira binyagire amatongo y'Abatwa, na cane cane iyo ayo matongo yahora ari ishamba canke ikirare. Ivyo babigira bidaciye mu kuri kandi bikaba igihe kirekire, ahandi bigashika rimwe rimwe, kenshi bikajana n'igitsure n'iterabwoba. Ni gake cane Abatwa banyazwe amatongo muri ubwo buryo bitwara imbere y'intahe. Bibaza ko batokwumvirizwa neza. Biranashika ugasanga n'Abatware bo hasi bafise uruhara muri ukwo kunyaga[48]. Iyo ababanyi baramutse babigiye inama n'Abatware bo hasi, basigara bayinyagira imbona nkubone.
- *Kuhava bivuye ku kuyagurisha.* Naho Abatwa bamwe bamwe bahora bafise amatongo abakwiye, uko abantu babo bagwira – kenshi amacuti yahora ari abagererwa canke abandi batagira amatongo baciye bahahungira - ni ko amatongo imiryango irima yagumye yaga. Iyo rero Abatwa badafise amatongo akwiye ngo barime bikwize, bituma bamana inzara bongera babura amatongo.
  Uko bigenda, Abatwa barasonza mu gihe baba batarimbura imirima ikiriko irera, kandi ivyo bimbuye mu mwaka uheze vyaraheze. Ababanyi bakeneye ayo matongo baca baza mw'icumbi ry'Abatwa bazanye intama n'ibitoke bakabumvisha ko boyabagurira atari aho naho bakayabatiza ngo bayirimire nabo bakabaha ivyo barya. Abatwa batari bake barabuze amatongo muri ubwo buryo. Ahandi naho Abatwa babaha inzoga bakaborerwa kugira babahende bayagurishe, kenshi bakayabagurira intica ntikize. Birumvikana ko mu bihe boba borohewe mu vy'imibano n'ubutunzi vyogora kubumvisha ngo bikure amatongo. Mu Burundi Abatwa bavuze ko bigenda gutyo mu nzego z'ubutungane.
  Iyo umuntu yagiriwe n'icaha adashobora kuronka amafaranga y'indishi, birashika ko Abatware bo hasi baca bagurisha uruhande rw'itongo ryiwe. Ivyo vyoba vyatanguye ku ntwaro y'Abazungu aho uwutashobora kuronka amahera y'ikori yaca anyagwa itongo. Kubera amatongo abandanya yaga, mu Burundi abantu basigaye bapfungirwa ubusa baguma bongerekana.

> *"Dufise ingorane nyinshi cane. Bama bariko baratwagiriza ivyo tutakoze. Ntibatwumviriza. Umutwa ntiyigera abura amakosa. Kubera tudafise amafaranga y'indishi, duca dutegerezwa kugurisha igihande c'itongo kugira turekurwe."*

Umutwa w'imyaka 40, Burundi, Mukakaro 1999

Abatwa benshi baganiriye n'umwanditsi bavuze gutyo. Abarimyi bashaka gutwara amatongo y'Abatwa baca babaremera ikinyoma kugira bapfungwe. Rimwe na rimwe babifatanije n'Abatware bo hasi, abarimyi baragerageza ku buryo Umutwa yagirwa n'icaha. Iyo bamaze kumuca indishi, wa murimyi aba azi neza ko uwo Mutwa adashobora kuriha, bikamuha akaryo ko kuronka rya tongo vyitwa ko biciye ku mategeko.

Ukutamenya gusoma n'ukwandika be n'ubukene bifatanye n'ingene basanzwe bakumirwa

birakwiye kugira ngo bibuze Abatwa gutunganirizwa neza. Biraboneka ko Abatwa bogira akarusho hamwe boronka urunani rw'abashingwamanza b'Abanyafrika canke amashirahamwe babafasha kurwanira agateka kabo no gushigikira imbere y'amategeko ibikorwa vyo kuvugira abantu bashobora gusanga babangamiwe.

# Abatwa hamwe n'ugukingira amashamba.

### Uko bimeze mu Buganda.

*"Ishamba nizo mfungurwa,. ni bwo buzima bwacu."*

Ijambo Abatwa bo mu Buganda babariye abahinga mu vy'amashamba[49].

Ibiheruka gushikira agace kari gasigaye k'amashamba mu bumanuko bushira uburengero bw'Ubuganda kabamwo Abatwa, ni akarorero kerekana ingene Amaleta n'amashirahamwe akengera kandi akumira Abatwa iyo ibintu bikenye canke birimwo inyungu zikomeye. Ishingwa ry'amashamba y'ibikoko y'i Bwindi n'i Mgahinga mu bumanuko bushira uburengero bw'Ubuganda mu 1990 ni ko karorero k'iburabuzwa ry'amashamba y'Abatwa, kandi ryaratohojwe neza[50]. Ingene vyagenze birerekana ingorane Abatwa bagira iyo bahanganye n'imigwi ikomeye ikeneye amashamba yabo.

### Kahise k'Abatwa b'i Kigezi-Bufumbira, mu bumanuko bushira uburengero bw'Ubuganda

Nk'uko inzandiko n'inkuru za Kahise zibivuga, Abatwa ni bo bonyene baba muri ako karere gushika hagati mu kinjana ca 16. Abo Batwa benshi bari batunzwe n'uguhiga n'ugutoratora mu mashamba, naho bamwe bamwe bahoze baba mu mashamba y'ivyatsi canke mu turere dukikijwe n'ibiyaga n'amashamba. Ni rwo rwari urubibe rw'uburaruko bw'Urwanda imbere y'intwaro y'Abazungu. Turavye uko abami b'Urwanda b'Abatutsi babifata, ayo mashamba yo mu mitumba miremire, ari yo bita akarere k'inzogera (bafatiye ku nzogera imbwa z'Abatwa zambara mw'izosi), yari ay'Abatwa. Abatwa bayatangiye ingorore z'amenyo y'inzovu n'inshato z'ibikoko ku kirimba i bwami. Bari bafise uburenganzira bwo kugerurirwa n'ingenzi zitwaye ibintu ziciye mu karere kabo n'abarimyi babariha indya n'inzoga iyo babakoreye ku mashamba yabo.

Nko mu mwaka w'1750, imiryango ishika icenda y'Abahutu b'Abakiga yari imaze kwimukira muri ayo mashamba ihunga intwaro y'Abatutsi mu Rwanda. Abatwa bavuga ko bakomoka kuri iyo miryago ariko ntibiyitirira iyindi ishika ijana mbere inarenga yahaje mu nyuma ihaba muri kino gihe. Uko abarimyi b'Abahutu bagwira, niko amatati hagati y'imiryango y'Abahutu yongerekana, abarwanyi b'Abatwa bagaca bakenerwa n'abakuru b'imiryango mu kurwanya ababateye.

Abatutsi ba mbere bahimukiye mu 1550. Naho bemera ko ayo mashamba yo mu misozi miremire ari ay'Abatwa, barashikanirwa n'Abatwa kuko baserukira Umwami w'Urwanda w'Umututsi.

Umuganwa w'Umututsi yitwa Mpama niwe yarungitswe gutwara intara y'urubibe rw'uburaruko yitwa Bufumbira mu myaka y'1830, afise ingabo zikomeye zirimwo n'abarwanyi b'Abatwa. Ine mu migwi y'Abatwa baba i Bufumbira muri kino gihe bakomoka kuri abo barwanyi bavuye mu Rwanda bazananye na Mpama.

Abahutu ntibumvikanye mu kurwanya ico gitero c'Abatutsi. Bamwe baremeye intwaro y'Abatutsi abandi barabarwanya. Mu gice ca nyuma c'ikinjana ca 19 hari hagwiriye indwano n'ugusahurana. Abatwa baragize uruhara rukomeye muri izo ntambara kuko Abatutsi ntibari gushobora kwigarurira Bufumbira batabafashije[51].

Mu mpera z'ikinjana ca 19 no mu ntango z'ica 20, Abatwa bari bamaze gushinga ruraguma, ari abantu bakomeye ku kirimba kandi bafise amatongo yo kurima. Mu buseruko bwa Bufumbira, Abatwa bategeka ko Abahutu babana babashikanira, bagaca bashikanira nabo abaganwa b'Abatutsi b'i Busanza. Abantu bamwe bamwe nka Semasaka, Umutwa atunze kandi akomeye, bari baramenyekanye kandi bubashwe hose. Mu mpera z'ikinjana ca 19, umutamakazi w'umutwakazi aserukira iyo miryango yarasavye umugeni umutware w'Umututsi. Yarasavye kandi umuganwa Nyindo yatwarira se w'i Rwanda intara ya Bufumbira, ngo amuhere umugeni umusore w'Umutwa. Abatutsi ariko ntibigeze babamuha.

Abatwa rero baca barashavura bafata ibirwanisho. Baca baratsinda wa mutware bagirako baca babandanya batwara igice kinini ca Bufumbira. Umuganwa Nyindo ntiyari gushobora abo bagumutsi, aca asaba agacumu k'ubumwe Ababirigi yari yaremereye ko abakukira mu 1898. Abatwa babonye bahanganye n'inkoho batari bwazibone, baciye bahungira mw'ishamba.

Uwundi Mutwa, Basebya, yarabangamiye nawe nyene Abatutsi mu kurongora ibitero vyinshi hagati y'imyaka ya 1896 n'1910. Baravuga ko Abahutu bo mu buseruko na bamwe bo mu buraruko bwa Kisoro bahora bamushikanira mu 1905. Yarateye ibigabiro vy'Abatware b'Abatutsi mu myaka y'1905 n'1906. Semasaka yaciye yicwa mu ndwano y'1905. Abanyarwanda bahabonye Ababirigi kugira ngo bikure Basebya n'ingabo ziwe. Naho bari bafise ibirwanisho vy'umuriro kandi babasumvya ubwinshi, barananiwe kuko Abatwa bari abahinga mu kurwanira mw'ishamba. Mu 1910, Abatutsi barahenze Basebya baramufata. Baramutumiye mu rubanza, baramuha inzoga nyinshi araborerwa, baramuboha baca bamutwara ku murwa mukuru w'Urwanda. Abadagi baca bamunyonga mu 1911.

Abongereza bahavuye bigarurira intara ya Bufumbira-Kigezi mu 1912, baca bemera umuganwa Nyindo, kuko yemeye kubasaba. Yohejwe n'Abadagi, Nyindo yaragumukanye Abongereza afashijwe n'Abatwa ariko biramuta ku w'amazi. Hari uwundi mutware yakoresheje Abatwa mu kurwanya Abongereza n'imiheto. Ariko nawe nyene yaratsinzwe.

## Ishingwa ry'amashamba y'ibikoko akingiwe

Mu myaka y'1930, kurima no guca ibiti mu mashamba vyaragabanije cane amashamba y'Abatwa baca basigara batunzwe n'abarimyi ku vyerekeye ivyo kurya n'amatongo. Uko abarimyi batinyuka amashamba n'ibisigo biriyo, bagasigara batagikeneye Abatwa ngo babereke inzira, babashikire ku Mana bongere babakingire, niko baciye babakengera kurusha, imibano hagati yabo ica itangura kwononekara.

Muri ico gihe nyene niho intwaro y'igikoroni yatangura gukingira amashamba ya Bwindi, Mgahinga na Echuya. Ubuyobozi bw'amashamba niho bwafata ingingo yo kuyagira[52] ibibanza bikingiwe ,n'Iratiro ry'Inguge ry'i Mgahinga. Ntawigeze avuga ko hegukira Abatwa ariko bagumye bashobora kuyakoresha mu guhiga no gutoratora. Iyo ngingo yokingira amashamba abarimyi bohava bayahonya.

Hagati y'imyaka y'1971 n'1984, ku ntwaro ya Idi Amin, Leta ntiyitaho amashamba. Niho hatangura kwaduka uruhigi rw'urudandaza, guhumbira ibiti no kwimba ubutare. Ibiboneka ni uko benshi mu bakora urwo rudandazwa atari Abatwa. Hagati y'1987 n'1990, bavuga ko benshi mu bahiga ibikoko atari Abatwa[53]. Ku bandi bo mu yandi moko, guhiga siwo murimo wonyene wari ubatunze. Ku bw'Abatwa, ni ko babayeho, kandi n'ibikorwa vyabo bihagaze ku buzima bwo ku musi ku musi aho kugira ibikorwa biramba. Naho Abantu bazi ngo Abatwa barya inguge, bo bavuga yuko atari vyo kuko ngo ari igikoko kizira[54]. Kuva imyaka amajana n'amajana umubano w'Abatwa n'inguge wamye umeze neza, n'ikivyerekana ni uko n'ubu inguge zikihari. Naho hari iyo ngingo, Abatwa bo bagumye bafata ko amashamba ya Bwindi, Mgahinga na Echuya ari ayabo gushika ico gihe. Aho amashamba ya Bwindi na Mgahinga abereye amashamba y'ibikoko akingiwe akaja mu mashamba y'igihugu c'Ubuganda, niho babona ko bahejeje kwamburwa amashamba yabo n'ibirimwo.

Hagati y'Abarimyi babakengera bakabacura bufuni na buhoro n'abakingira amashamba babahagarikiye ubuzima bwo guhiga no gutoratora, ubuzima bw'Abatwa batunzwe n'ishamba buca busigara bugoye. Aho batagishoboreye gukoresha ubuhinga bwabo no kuronka ivyo bahora bakura mw'ishamba ku mugaragaro, Abatwa bari bataye ikibanza bahorana mu butunzi bw'igihugu. Basigaye bakora akazi ko kurimira abandi bagahembwa intica ntikize, benshi basigara basega kugira batunge imiryango yabo.

Aho bataniye n'abandi Batwa batari bake birukanywe, bamwe muri bo bararonse umuzibukiro w'amahera. Hariho imiryango ibiri yahora ifise amatongo muri ayo mashamba kandi yararonse umuzibukiro. Uwundi mugwi nawo nyene wararonse umuzibukiro ariko udakwiye. Bamwe barabuze kuko amahera bayahaye abatari Abatwa. Hari imiryango ishika kuri itanu y'Abatwa itaronse na mba. Bamwe baritwaye ku bajejwe ayo mashamba abandi ntibitwara. Abatwa benshi igihe baharura abazoronka umuzibukiro bari kurima canke bacumbitse mu matongo y'abandi bantu. Naho baba ari imvukira zaho, bafata ko bahihaye atari ahabo canke ari abakozi hanyuma ntibaronke umuzibukiro[55]. Ahubwo abakoresha babo bararonka umuzibukiro ku bibanza vyari vyubatsemwo udusago twabo. Abandi Batwa ntibaba muri ayo mashamba ico gihe naho bari bazi ko ari isi ya ba sekuru. Ntibaronse rero umuzibukiro. Ivyabaye i Mgahinga vyo vyarimwo iterabwoba ku buryo hari imigwi ishika nk'itanu y'Abatwa yahavuye ihungira mu Rwanda no muri Zayire ho hoba umutekano na mukeya.

Abarimyi bari barononye amashamba bakayagira indimiro kuva itangwa ry'amatongo mu myaka y'1930 baremerewe uburenganzira kuri ayo matongo baca baronka igice kinini c'umuzibukiro wari uhari. Abatwa babaye muri ayo mashamba kuva kera ntibayahonye canke ngo bahonye ibikoko birimwo ntibaronka umuzibukiro kiretse ababa bakoze nk'abo barimyi, bagahonya amashamba kugira bahashire imirima. Ivyo ni ibintu vyamyeho ko amashirahamwe yo mu kibano, mu gihugu no mu makungu yaka abahigi - batoratozi amatongo. Kugira amatongo rusangi ntivyahavuye ngo vyemerwe n'abashinga ayo mashamba y'ibikoko. Naho babimenyeye inyuma yitohoza bagirishije bo nyene[56], ntihafashwe ingingo zibereye zo gusubiza amatongo y'Abatwa. Babirukanye batababariye mu gihe abahoneje amatongo ari bo bonyene baronse umuzibukiro.

Ishirahamwe mvamakungu (Ibanki yI'isi Yose) ryatanze amahera ryari rifise intumbero[57] itegeka nyene kuronka ingurane (Leta y'Ubuganda) gusuzuma neza inkurikizi z'iryo kingira ry'amashamba ku banyagihugu kavukire, no gufasha abantu bazoba babangamiwe n'imigambi ifashwa n'Ibanki y'Isi Yose. Naho bavuga ngo ni "ukubanza kuja inama n'ingingo" no "gusigurira abantu bakagira uruhara", habanje guhera imyaka ine inyuma y'aho birukaniwe, mu 1995, kugira ngo itohoza ry'izo nkurikizi ku Batwa ribe. Iryo tohoza rirerekana muri rusangi inkurikizi z'iryo kingira ry'amashamba y'ibikoko ku Batwa[58]. Ryaraterereye n'ivyifuzo nko kurekurira Abatwa gukoresha amatungo amwe amwe ari muri ayo mashamba, gushika mu bibanza vy'amabanga, guha amatongo yo kurima n'amashamba abimuwe, no kubafasha mu vyo kwiyungunganya, mu vy'indero, mu vy'amagara yabo no mu vy'ubutunzi. Ivyo vyifuzo bitomoye kandi vyiza vyari gushikana Abatwa bimuwe kuri kazoza nyako. Yamara n'aha imvugo ntiyajanye n'ingiro.

Naho mu mategeko y'Ubuganda[59] Abatwa barekuriwe gukoresha no kuba muri ayo mashamba, ivyo vyigwa bigasabako ico cifuzo coja mu ngiro[60], Abatwa nta burenganzira bahawe. Hari "umugambi ngirakamaro" wari washinzwe ngo utorere umuti izo ngorane, ariko ntiwahavuye ngo witeho Abatwa. Imigwi yose y'abanyagihugu yashinzwe ngo icungere ikoreshwa ry'ayo mashamba yari igizwe n'abatari Abatwa gusa. Mu gihe batabemerera kuyijamwo, bari bababujije gukoresha ibiva mu mashamba.

Akigoro k'ishirahamwe « Mgahinga and Bwindi Impenetrable Forest Trust » ko gufasha Abatwa bimuwe ntikakiriwe neza n'ababanyi babo, bavuga ngo habaye umwana n'ikinono. Turetse no kuba batonye, Abatwa baburiyemwo vyose. N'ibikorwa ngirakamaro vyasubirijwe amashamba vyasaba ko babanza gushinga amashirahamwe.

Abatwa nabo batazi n'ugusoma n'ukwandika ntibashobora gushinga amashirahamwe, kandi batari bwakirwe n'amashirahamwe y'abatari Abatwa. Ku mahera yinjizwa n'ingenzi ziza kuraba cane cane inguge, abanyagihugu bararonkako mirongo ibiri kw'ijana. Ariko ayo mafaranga ahabwa amashirahamwe y'abanyagihugu bayacishije mu migambi bateguye. Abatwa nabo kubera batari mu mashirahamwe, ntibashobora kuronkako. Kubona Abatwa badashigikiwe bikwiye mu kubongerereza ubushobozi bwo kwivugira vyatumye abandi ari bo babategurira kazoza. Mu gihe Abatwa batazoba bafashijwe kugira ngo biserukire bo nyene, imigambi ya kazoza yo kubafasha izoguma isendwa, itabereye kandi ishobora kubononera.

Imyaka umunani iraheze kuva bimuwe, ine nayo irarangiye ivyigwa bagirishije bibisavye, gushika n'ubu Abatwa ntibarahabwa amatongo babamwo. Baracari mu matongo y'abandi, ya Leta canke y'amashengero, aho bihaye, bagererewe canke bakora. Kubera basanzwe ata co birengeje kandi ata buryo bwo gukora bifitiye, ubuzima bw'Abatwa bwabandanije bubagora. Naho bihanijwe kuja mu mashamba, Abatwa baracaja kurondera mu mashamba ikibatunga no gukorerayo amabanga. Bafashwe bahakwa gupfungwa canke gutanga ihadabu, ariko ubuzima bwabo buhagaze ku mashamba ku buryo bidashoboka ko bayirengagiza. Abatwa baracahakura ubuki mu mashamba, bakanasoroma imirima mu bihe yeze, bagatega imitego ibikoko bitobito, bakaha imiti y'imyahano hamwe n'ibindi bintu biva mw'ishamba (imihotora y'ugutsiba ibiziriko, imigano n'ibindi), bakanagendera ibibanza vy'amabanga kera basengeramwo bagahererezamwo amashikanwa. Abacungera amashamba baramenyesheje ko vyananiranye kubuza Abatwa kuja mu mashamba naho hari abasirikare bahacunze bama bariko baragendura. Benshi baranka kuba hafi y'amashamba ku gutinya ko bogwa mu mporero iyo bibonetse ko hari uruhigi rwahabereye.

Abatwa barakumirwa no mu kazi. Nta Mutwa n'umwe akora mw'iratiro ry'ibikoko ry'i Mgahinga, mu gihe hari babiri gusa muri Bwindi. Umugambi utomoye wo gutanga akazi woshobora kugirira akamaro Abatwa, ariko abarongoye amashamba bavuga ko naho barondera abashaka akazi, Abatwa bataza kukarondera. Baranamenyesheje ko n'abandi badakunda gukorana n'Abatwa kiretse bemeye gutembereza ingenzi. Ariko i Mgahinga ni hato ku buryo abarongoye iryo ratiro badakeneye Abatwa batembereza ingenzi.

Mu Buganda bavuga ngo Abatwa baratera ubwoba inguge, naho babanye nazo gushika mu 1991. Ahubwo barakundana. Gukingira inguge ni ikibazo giteye ingorane Abatwa, kuko hashirwa imbere agateka k'inguge ak'Abatwa katubahirijwe. Ibi niko biri no mu Rwanda no muri Kongo yitiriwe Demokarasi, aho bavuga ngo Abatwa bahiga ibikoko. Abantu bamwe bamwe, na cane cane abo mu buraruko bavuga ngo kubera Abatwa basanzwe ari abahigi, baca bahiga vyose. Nta muryango n'umwe w'Abatwa uzwi ko urya inguge, kandi ibiboneka ni uko batigeze bazirya[61]. Ariko ntikibuza ko babita abahigi b'inguge. Ivyo rero ni vyo bica biba icitwazo co gukura Abatwa mu mashamba. Imiryango myinshi y'Abatwa bimuwe ifise ubuzima bubi kuko bama bariko baragirizwa iyo hagize uruhigi ruba mu mashamba, mu gihe abarutumye ari gake baronderwa canke ngo bakurikiranwe.

Abakorera gusaba mu gukingira ibikoko b'Abanyaburaya na Amerika ya Ruguru ni bo bagize uruhara rukomeye mu kwagiriza Abatwa ko bahiga inguge. N'isenema yerekanywe cane ya Oscar-Winning Hollywood, *Gorillas in the Mist* [Inguge mu Gipfungu], (1988) iberekana gutyo. Abatwa baho hafi y'ikibira gikuru ca Kahuzi-Biega muri Kongo bavuga ko abandi bantu, harimwo abarongoye ikibira, bikinga inyuma y'iryo bara ryambikwa Abatwa kugira bahishe uruhigi bo nyene bakora.

## Iratiro ry'ibikoko rikuru rya Kahuzi-Biega, Kongo yitiriwe Demokarasi

Guhera mu mpera z'imyaka y'1960 gushika mu 1975, imiryango ishika 580 y'Abatwa (hagati y'abantu 3.000 na 6.000) baba mu karere k'imisozi itaramutse y'ishamba rya Kahuzi-Biega baromowe n' Ubuyobozi muri Zayire bwo Gukingira ibidukikije (IZCN)[62]. Ntibari babibamenyesheje kandi nta n'ico bategekanije ngo gifashe abo birukanywe kuronka amatongo n'ibindi vyosubirira ishamba mu kubasahiriza. Mu gishingo kimwe akaranga kabo, imigenzo n'ukugene babayeho vyaciye bisambuka. Abatwa bahasize ubuzima ntibagira uko bangana. Abari hafi ya 50 kw'ijana y'abomowe barapfuye kandi no mu basigaye ngo abana babo barapfa cane kurusha ab'ayandi moko[63].

> "...*kuva aho twomorewe mu matongo yacu, urupfu ruguma rudukwirikira. Duhamba abantu hafi imisi yose. Ingo zisigaye zera. Tugiye gushira. Ubu abantu bashaje bose barapfuye. N'akaranga kacu kariko karahera.*"

Umutwa w'i Kalehe, Kongo yitiriwe Demokarasi[64].

Naho babanye neza n'ibiri mu mashamba imyaka amajana n'amajana, abarongoye amashamba muri kino gihe ntibabura kwagiriza Abatwa ko ari bo bayabangamiye, gusa kubera bamenyeranye cane n'amashamba be n'ibiri muri yo. Abatwara ayo mashamba bibaza ko babwirizwa kubuza Abatwa guhiga mu mashamba bagaca bafata ko Abatwa bakurikiranwa iyo ibikoko vyahiciwe. Kubera ivyo, Abatwa bagirijwe ko barenze amategeko agenga amashamba kenshi barakorerwa amabi atyoza agateka ka muntu kugira ngo babahashe.

Barume, ari na we dukesha ibi dushikirije[65], umushingwamanza, yarahagarariye imbere y'ubutungane mu kwezi kwa Myandagaro mu 1995 Abatwa bane bagirizwa ko bishe inguge yari izwi cane, Maheshe. Abarongoye amashamba bamubwiye ngo abo Batwa bategerezwa guhanwa vy'akarorero kugira ngo abandi Batwa ntibazosubire guhiga muri ico kibira. Naho bafashwe bafatiye ku gihuha kitagira aho gishingiye kandi bo bavuga ko bera, abo Batwa bamaze amezi cumi na kumwe mu munyororo batarashikirizwa ubutungane. Muri ico gihe cose baguma bakorerwa amabi bongera bakubitwa. Barume avuga ati:

> *"Uhabonye hari hateye ubwoba, hasa n'amakambi y'ihonyabwoko (Camps de concentration). Abapfungwa bose bari bafise amagara make kandi bashonje. Umwanditsi yarihereranije abo Batwa hanze, ariko basa n'abatagishobora kuvuga. Ku mubiri hari hameze uruhu rusa n'urwatsi rutoto. Umwe yari afise igisebe caboze cane. Haheze imisi mikeyi...umwe muri bo yarasubiye kuvuga, niho yamenyesha ko bakorewe amabi kugira ngo bemere, n'uko batashobora kuronka ico barya kuko abanyororo benshi batemera gusangira na bo, kubera bari Abapigime, b'umwanda kandi bakiri inyuma. Vyongeye, n'imiryango yabo ntiyari irekuriwe kubagendera."*[66]

Mu rubanza, abo Batwa ntibaronse akaryo ko kwiregura; ukugene bapfunzwe mu kinyegero n'ukuntu babaturubitse vyatumye bataronka akanya ko gutegura ivyiregurο[67]. Naho barekuriwe gufashwa[68] n'umushingwamanza ku buntu, umucamanza ntaco yagize ngo bishoboke. Ntivyabujije ko umushikirizamanza abura ibirego bikwiye bakaruhira kurekurwa.

Ako karenganyo kagiriwe Abatwa bakuwe mu zabo ni ibara. Kwomora abantu mu karere kugira ngo ugakingire ni nk'ukuvura ibimenyetso aho kuvura indwara. Ivyo vyongereza ingorane kandi ntaco bimaze muri kazoza. Mu gihutihuti co gukingira ibidukikije, abategura imigambi yo kubizigama ntaco bakoze ngo abantu bababajwe n'ibikorwa vyabo kurusha abandi babizigire. Kugisha inama Abatwa kenshi na kenshi kwasa n'ukubamenyesha ingingo zivuye i bukuru, aho kuba ukuja inama nyakuri, canke gufasha mu gufata ingingo. Gukumira abanyagihugu mw'ikingira ry'ibidukikije ni yo mvo nkuru ituma iryo kingira ritarama. Abatwa ni bo bababaye kurusha abandi, ariko ni bo badafashwa nk'abandi kandi ni bo badakura akarusho mu migambi y'inshumbushanyo canke y'umuzibukiro. Ntibigeze bibaza kwegera Abatwa mu gufata ingingo zo gukingira ibibakikije. Ntibemera ko Abatwa bafise ubuhinga bwo gukingira ibibakikije. Abashinzwe imigambi y'ugukingira ibidukikije mu Karere k'Ibiyaga Binini ntibazi ko Abatwa batabangamiye ibidukikije kuko vyose bihagaze ku kubaho kw'amashamba. Ibigirwa mu gihugu vyategerezwa gusa n'intumbero z'imigambi zishikirizwa mu makungu.

Ikimenyetso cokwerekana ko vy'ukuri amashirahamwe y'ibidukikije yiyemeje gushira mu ngiro intumbero ashikiriza coba ukuntu n'uburyo Abapigime nk'Abatwa boronka uruhara mu gutunganya no kurangura imigambi yo gukingira ibibakikije ifise inkurikizi ku mashamba yabo.

# Amakuba Abatwa babonye mu ndwano

*"Umubano wabo (Abahutu n'Abatutsi) na twebwe umeze nabi. Ntidukunda kuba turi kumwe na bo...Ubu tuguma duhunga indwano zabo. Duhungira ku ruhande rumwe kugira turokoke, hanyuma tukagaruka kurondera ico turya, batubonye bagaca barondera kutwica."*

Umutwakazi w'imyaka 50, Burundi, Mukakaro 1999

Abatwa bo muri ako karere bamye bagizwe imbohe n'indwano ziri hagati y'ayandi moko kuva na kera na rindi. Mu bisanzwe Abatwa, ntibaniganira ubutegetsi. Bashima kwigenga no kutagira aho begamira. Ukugene bazwi neza ku birimba vy'abaganwa ko ari intore guhagaze ku kuntu babona ibintu, ukuntu bazi gutwenza, kandi batomoye. Ariko imigwi imwe imwe irabakenera mu bihe vy'indwano. Baba babahendahenze canke babicishije mu gahato, hariho abamaze gutsinda akatari gake bafashijwe n'Abatwa. Kenshi na kenshi Abatwa ntibinjira mu ndwano kubera bakeneye ubutegetsi, ahubwo basukwa mu ntambara ku nguvu, canke bakabahendahendesha ibintu. Vyaranashitse kenshi aho basanga bariko barwana ku mpande zompi.
Indwano si nshasha muri ako karere k'Abatwa. Ariko muri iyi misi ya vuba, indwano zarakomeye kandi Abatwa hose barababaye. Muri iki kigabane tubereka ibimenyetso vyerekana ingene Abatwa bagize amagume mu ndwano z'imigwi ikomakomeye ipfa intwaro. Amakuba Abatwa babonye mw'ihonyabwoko ryabaye mu Rwanda mu 1994 aramaze gusigurwa bikwiye[69]. Barababaye birenze urugero mu bwicanyi bwabaye mu Rwanda.

## Ihonyabwoko ry'i Rwanda

Imbere ya 1994, Abatwa bari basanzwe barembejwe n'inyigisho ziteranya amoko zava mu migwi ikomeye mu guharanira ubutegetsi[70]. Mu kurwanya igitero c'Inkotanyi FPR, caturutse mu Buganda mu 1990, intwaro y'umukuru w'igihuga Habyarimana yaciye yigisha urwanko hagati y'amoko n'itoteza ry'abatari Abahutu ibicishije mu mugambwe MRND, mu rwaruka rwawo "Interahamwe", no mu batware n'inzego vy'intango. Ugukumira n'ugutoteza Abatwa vyaciye vyunyuka. Ubwicanyi n'ukwihagira amatongo bica birakwira. Ubukene n'inzara vy'Abatwa vyarorohereje abakuru ba MRND kubakoresha. Mu turere tumwe tumwe Abatwa barahenzwe barinjira muri MRND. Abandi baranka. Haravuzwe ko Abatwa benshi bishwe kubera ivyiyumviro vyabo kuva muri ico gihe[71].

Inyigisho ziteranya amoko zahimiriza Abahutu kugirira nabi abatari mu ndwano, bakavuga ngo bari mu ndwano yo kwiganzura Abatutsi. Abatwa batotezwa ngo bazira umubano mwiza bamye bafitaniye n'Abatutsi muri kahise. Mu 1993, aho zihinduriye imirisho mu Burundi, haraciye ku maradiyo y'intagondwa z'Abahutu amakuru yavuga ko Abatwa boba barafashije Abatutsi babateye, bigahimiriza abayumviriza ngo babakenyerere. Kuva muri Kigarama 1993 gushika muri Ntwarante 1994 ubucumbikiro bw'Abatwa bushika 11 bwari bumaze guturirwa, abahaba baraterwa, bamwe baricwa[72].

## Ubwicanyi bw'ikivunga n'ihonyabwoko

Mu mezi atatu yakurikiye uwa 6 Ndamukiza 1994, ubwicanyi bwakozwe n'Abahutu b'intagondwa bwarahitanye ubuzima bw'abantu bashika 1.000.000, ahanini Abatutsi. Abanyarwanda bangana hafi14 kw'ijana b'Abanyarwanda bose. Abatwa bo bari hagati ya 0,3 na 0.4 kw'ijana b'Abanyarwanda, kandi bo nta kamaro canke uruhara bafise mu guhiganirwa intwaro, naho 30 kw'ijana b'Abatwa b'Abanyarwanda bahitanywe n'ihonyabwoko n'indwano yakurikiye[73]. .

Abenshi mu Batwa ntibari bazi kandi n'ubu ntibazi ivyerekeye gupfa ubutegetsi mu gihugu. Interahamwe zari zifise umugambi w'ugukoresha abantu benshi bashoboka mu bwicanyi. Abatwa na bo nyene ntaho bahungiye uwo mugambi wo "gutegeka kwica". Agahato hamwe n'iterabwoba vy'Interahamwe ni vyo bisigura igituma hari Abatwa babugizemwo uruhara.

Mu nyuma y'indwano, Abatwa niho babona ko ingene Interahamwe zabahatiye kwicana kari akarenganyo.

*" Ku vyerekeye inyifato y'Abatwa, guhera muri Ndamukiza 1994, twigenjeje neza, ariko kenshi twagwa mu mporero. Twari dutunzwe n'ukubumba inkono n'ukurima amatongo. Ariko indya zaciye zikena kuva intambara itanguye. Batubwira ngo ni tuje kuzibira amabarabara, twanse bagaca bavuga ngo Abatwa ni babice. Bamwe barakoze ivyo bategetswe kugira ngo ntibicwe, abandi nabo barahasiga ubuzima. Abashoboye guhunga baratandukanye n'imiryango yabo, bamwe mbere n'ubu ntibaraboneka. Hariho abafashwe bariko barajabuka imbibe baca bashirwa mu munyororo, batagira uwubaraba canke ico barya. Nta Mutwa n'umwe yarondeye gutwara canke ngo agire uruhara mu gutegura ubwicanyi. Umutwa wese usanga atakigira abiwe ariko ntituzi igituma twahuye n'ayo makuba."*

Umutwa w'imyaka 35, Rwanda, 1995[74]

Ikintu conyene Abatwa bashaka kwirinda iterabwoba ry'Interahamwe, canke guhunga indwano zari hagati y'inkotanyi za FPR zarondera gufata igihugu hamwe n'abasirikare b'Urwanda FAR (igisirikare c'Abahutu b'intagondwa) bari bashoboye kwari uguhunga. Benshi baguye mu nzira. Bamwe bakijijwe n'ugushika mu turere tugenzurwa na FPR, abandi nabo basanga bageze mu makambi y'impunzi inyuma y'Urwanda. Bashitseyo baragize ingorane zikomeye zo kuronka ikibafasha n'abitaho amagara yabo. Amakambi menshi yari arongowe n'Abahutu bahoze batwara hamwe m'abasirikare FAR, bakumira bakagirira nabi Abatwa, babatera ubwoba bakanabatoteza iyo bavyuye umutwe.

N'Abatwa bahungutse bava mu Buganda nabo nyene vyabagendeye hafi nk'ukwo[75].

Benshi mu Batwa barigeze kuva mu zabo mu gihe c'indwano. Ntibagira ico bikorako aho bahungukiye. Abatwa benshi bageze guhunguka babona bafatwa nk'Interahamwe kubera hari Abatwa bari baragize uruhara mu bwicanyi. Benshi mu Batwa b'abagabo bari basigaye baciye bapfungwa. Ubwicanyi bw'ikivunga n'ubw'akadodoberezo bwarabaye muri ico gihe[76].

Nta nkeka ko hari Abatwa bagize uruhara mu bwicanyi, ariko benshi ntibarimwo. Abatwa benshi ahubwo bakubaguwe kabiri, ubwa mbere mu minwe y'intagondwa z'Interahamwe, ubwa kabiri mu gihe FPR yarondera gufata igihugu.

> *"[Inyuma y'intambara] igihe ngaha hatari hakigira Abatware, nta muntu bashaka ko asigara muri iyi komine. Abagabo bose, mbere n'abahungu b'imiyabaga barabafashe barabajana. Hari Abatutsi baza kubatwara mu makambi y'abasirikare ari hafi. Abandi bari barokotse ntibashaka kubona umuntu n'umwe asigara mu mihana. Niho bazana impunzi (Abaganda) zitahutse kuba ngaha."*

Umutwakazi w'imyaka 40, Mukakaro 1999

Mu biganiro abanyororo b'Abatwa baheruka kurekurwa mu 1999 bagiranye n'umwanditsi w'iki cegeranyo ntibigeze bavuga ko hari amacakubiri Abatwa bagiririwa n'abarongoye amabohero. Biragoye kumenya ko ivyo babivuze kubera ata macakubiri yariyo canke kubera ubwoba bw'ugusubizwayo mu gihe ivyo borega abarongoye ibohero vyomenyekana. Ariko, abo Batwa barekuwe baramenyesheje ko amacakubiri bayagiririwa n'abandi banyororo mu mpisho.

Kuzimagana, gupfa no gupfungwa kw'Abatwa b'abagabo benshi vyaratumye uburyo basanzwe bifashisha buhera kandi biracateye agahinda n'umwiheburo mu basigaye. Abapfakazi benshi batahutse basanga inzu zabo zarasambutse, batagira uwubafasha gusubira kwubaka. Gutamba, umugenzo Abatwa bakunda mu kwinezereza, vyarahagaze, ubu bisa n'uko Abatwa batakibigira. Abatwa benshi ntibategera igituma bahuye n'amakuba angana ukwo[77].

Muri abo 30 kw'ijana b'Abatwa bapfuye canke bishwe mw'ihonyabwoko n'intambara yakurikiye, benshi bari abana n'abagabo. Igikorwa co kwubaka inzu, kugaburira n'ukurera abana ahanini ubu cega abagore. Ata bagabo babafasha, ubuzima busigara bugoye cane. Abagore n'abana ataho bikora ubu ni bo benshi mu Rwanda. Benshi muri bo ntibazi n'ugusoma n'ukwandika, ntibagira n'ikibasahiriza, bafise amatongo atamera, ubukene bwabo bukunyurwa n'ukuntu babandanya bakumirwa.

Akarorero ni ukugene Abatwa bo muri Komine Ratunde bamerewe. Imbere y'ihonyabwoko, mu 1993, hari abangana 124 bari mu miryango 32. Mu 1999, abangana hafi 60 gusa ni bo bari basigaye, bari mu nzu 27. Imwe gusa niyo yarimwo umugabo n'umugore bakuze, utundi dusago twarimwo abagore b'abapfakazi canke abagore bafise abana ariko batagira abagabo.

Abanyagihugu babwirizwa gushinga amashirahamwe yemewe na Komine kugira bashobore gufashwa n'amashirahamwe y'abagiraneza. Mugabo abapfakazi bifitiye akazi kenshi ko kurondera ico bagaburira abana. Ugufatana mu nda n'ugufashanya mu kibano ntibigikomeye, kuko isambuka ry'imibano ryatumye havuka ukwibako. Ukwihebura kwakwegeye bamwe mu kaborerwe. Iyo miryango yararonse imfashanyo y'ibikoresho vyo kurima, ibikoresho vyo mu nzu hamwe n'imbuto. Ariko nk'uko inyifato yabo yisa, babaho ku musi ku musi, abapfakazi baragurisha canke bararya imfashanyo baronse kugira baronke ivyo bafungura.

Igiteye amakenga kurusha ni umugambi munini w'ubushikiranganji bw'ibikorwa vya Leta (Minitrap) wo kwubaka amazu menshi. Mu gihe umwanditsi yahagendera, Abatwa benshi bari bategetswe kwimukira ahandi kubera ko mu matongo yabo hariko harubakwa inzu "z'abacitse kw'icumu". Bari bafise ubwoba ko batazoronka n'udufaranga tw'umuzibukiro kubera bataharuwe, bakaruhira kubura amahera n'isi. Abapfakazi b'Abatwakazi baridoga ko ab'Abatutsikazi bafashwa bonyene, kandi ivyo vyarashikirijwe no mu yindi mihingo y'Urwanda.

Ingingo ya Leta y'Urwanda y'ukutishimikiza amoko yaratumye ikumirwa ry'Abatwa ku mugaragaro rigabanuka. Ariko benshi barinuba abategetsi bashasha babonamwo gusa ko ari Abatutsi basubiriye Abahutu, kandi n'ubu ata n'umwe abababaye. Ariko baremeza yuko abategetsi muri kino gihe batabarenganya canke ngo babagirire nabi nk'abo hambere.

Abatwa bo mu Rwanda ntiborohewe muri kino gihe na gato. Hasigaye abegereye igice c'abariho imbere y'1994, kandi benshi muri bo ni abagore n'abana. Nimba Abatwa babwirizwa kuronka ikibanza kibereye nk'abanyagihugu babushitse, harakenewe inyifato yitaho ingorane bafise: yo kuba bakumirwa cane kandi banenwa n'abatari Abatwa. Ubukehwa bwabo, ukutaja mw'ishure n'ukubura ubuhinga bwo kwiyungunganya, hamwe n'inkurikizi z'imyaka n'iyindi y'ugucurwa bufuni na buhoro be n'ubukene, hongeye ko n'uko n'abagabo benshi batakihari, birunyura iyo ngorane.

## Ingene vyifashe mu Burundi

Co kimwe no mu Rwanda. Abatwa b'i Burundi ntibagishobora guhiga kubera indimo n'uburagiro vyakwiye mu gihugu. Uruhigi rurabujijwe guhera mu myaka y'1970. Iringaniza ry'amatongo ryabaye inyuma y'ukwikukira ntiryibutse Abatwa, benshi ntibagira amatongo, ni abacangero barimira abandi, ababumvyi, abasezi babangamiwe n'amacakubiri mu turere two mu gihugu hagati.

Mu Burundi, Abatwa baruzuriweko n'intambara isa n'iyo mu Rwanda, hagati y'Abahutu n'Abatutsi. Ntizanganije ubukari ariko yararamvye kurusha[78]. Nka benewabo bo mu Rwanda, Abatwa bo mu Burundi basanze ata kundi bakwegewe muri iyo ntambara, yononye ubutunzi bw'igihugu. Turetse akigoro kaboneka kariko karagiririrwa Abatwa na Leta ihari muri kino gihe nko gushira Umutwakazi mu Nama Nshingamateka, igihugu nta buryo gifise bwo kubateza imbere kuko cama hagati y'intamabara n'agahengwe kamara akanya gato.

Abatwa ntibagira aho bahagaze mu ndwano y'Abahutu n'Abatutsi. Abatwa barabeshuza ikinyoma kivuga ko boba begamiye Abatutsi, bakavuga ko Abahutu bavyitwaza kugira babagirire nabi canke babice. Baremeza bashimitse ko ataho begamiye, ariko kubera ata nguvu bafise, baca baja ku ruhande rw'uwo wese yiganziye akarere barimwo, kenshi ngo ugasanga bategekwa kugira gutyo:

*"Abahutu bavuga ngo ubu bazotwica twese indwano niyasubira gutangura kubera ngo twanse kwica inka z'abo bishe."*

Umutwa w'imyaka 25, Burundi, Mukakaro 1999

Mu bice bimwe bimwe Abatwa bacuditse n'Abatutsi ntibagendera benewabo bacuditse n'Abahutu ku gutinya ko babica. Abatwa ni gake ubasanga mu bahanganye mu ndwano zihuza abagumutse n'igisirikare, canke mu bwicanyi bw'ikivunga. Kenshi baragwa mu mporero, ariko bama ari abarorerezi.

*"Twaragize uruhara mu buryo ubu canke buriya, dukwegeweyo na benewacu [Abahutu n'Abatutsi]. Igihe abagarariji bahonya abantu twari aha. Abasirikare aho bashikiye twategerezwa kujana nabo kubahiga. Barambajije igituma ntahunze. Ndabishura ko ataco niyagiriza, atawunyagiriza ko hari ico namugize. Baturiye inzu zitandatu abantu bataye. Baca bantegeka ngo ni ngende gusahura ifu y'imyumbati n'impene bati: "Abatwa barakunda inyama". Kubera ata n'umwe yari ahari, naratwaye nya mpene icenda. Baca bantegeka kuzitahana i muhira. Ariko kubera nari nanyegeje Abahutu mu nzu iwanje, sinari kugira ivyo. Narabaretse baragenda. Baca babandanya baturira, bica. Barishe n'Umutwa yari yicaye mu kirabo."*

Umutwa w'imyaka 45, Burundi, Mukakaro 1999

Mu midurumbanyo yagiye iraba hagati y'abanyagihugu hamwe n'akihoro k'abasirikare, kenshi Abatwa bahungana n'ababanyi. Barahagiriye amakuba menshi, kubera ubukene bw'amahera n'ivyo bahungana. Abatwa bateshejwe izabo kenshi na kenshi barihebuye ku buryo baca bacumbika impera n'impera z'ikambi y'impunzi z'Abatutsi canke Abahutu babaha ivyo barya kugira babikingirize ibitero. Ariko gusangira ubuhungiro vyaratumye hamwe hamwe kunena Abatwa bigabanuka.

Ariko n'ubu Abatwa baracanenwa biteye ubwoba mu ntara nyinshi z'Uburundi. Abahutu canke Abatutsi ntibokwinjira inzu y'Umutwa, ntibosangira indya canke inzoga, mbere n'ukwicarana canke kuyaga n'Abatwa ku gutinya ko iwabo babaca. Nkuko umwibutsa ubivuga: "Niwugama mu nzu y'Umutwa, uraca ugumayo". Mu kibano huzuyemwo agasuzuguro n'ugutyozanya bafatiye ku moko. Nimba bashaka ko indwano ihera mu Burundi no mu Rwanda, ako gasuzuguro kabwirizwa kubanza kuvaho. Ukuntu Abatwa bazoba babayeho muri kazoza ni co kizerekana intambwe izoba igezweko.

## Intambara muri Kongo yitiriwe Demokarasi

Ukuntu Abatwa bo muri Kongo babayeho biragoye kumenya ubu kubera intambara iriko irabera mu ntara ya Kivu, yatanguye muri Myandagaro 1998. Muri Ndamukiza 1999, hari ingabo z'ibihugu bishika bine, hamwe n'iyindi migwi ifise ibirwanisho ishika 12, bikorera mu buseruko bwa Kongo. Interahamwe zimwe (umuhari w'intagondwa z'Abahutu b'Abanyarwanda) n'Abamayimayi (Abanyekongo baterekwa Umututsi muri Kongo) bashinze ibibanza vy'imyimenyerezo ya gisirikare mw'ishamba hafi y'imihana y'Abatwa. Ivyakwirikiye ni uko Abatwa bahunze basigaye baba kure y'imihana yabo. Co kimwe no mu Rwanda no mu Burundi, Abatwa baramererwa nabi cane iyo intambara yadutse kuko kenshi baba mu misozi miremire ikundwa n'imigwi irwana, kandi kubera ayandi moko yibaza ko Abatwa batagira ubwenge, uwobahera boshobora gukora ivyo ari vyo vyose, bagaca bama baragwa mu mporero iyo hageze kwihorahorana.

Naho Interahamwe zitinywa cane kurusha abandi kubera zitera uwo ari we wese, mu guhumanya abigeme n'abakenyezi, mu kwica no kwiba, kenshi bama basanga bari hagati y'Abamayimayi n'abarwanya Leta[79]. Baranavuga ko hari abahawe ibirwanisho ku nguvu n'umugwi uyu canke uriya, bagakoreshwa mu vy'ukuri nk'imbagwa z'ugutega umuriro. Kubera Abamayimayi batera inyuma y'ishamba rya Kivu, abarwanya Leta baritiranya Abatwa n'Abamayimayi bagaca barondera kwihora. Abatwa benshi baracishijwe ku buhomba, mbere n'icumbi rimwe, ry'i Rambo-Kalonge, riraturirwa. Abandi nabo bafashwe ngo baherekeze abasirikare bongere babafashe guhiga Abamayimayi binyegeje mw'ishamba. Iyo abasirikare bahavuye, Abamayimayi baca baza kwihorera ku Batwa babagiriza ko bafasha abasirikare.

Naho Abatwa kandi barembejwe n'ibitero biva mu mpande zose, basangiye amagorwa n'abandi Batwa baba mu yindi mihingo irimwo intambara muri ako karere. Ishirahamwe PIDP rivuga ko Abatwa benshi ubu baba mu buhungiro. Kubera ata co bafise barwanira, baranyaruka guhunga iyo batewe. Ariko nta bitigiri vy'Abatwa bari mu buhungiro bizwi gushika ubu.

## Mu Buganda

Abatwa b'Abaganda bo muri iyi myaka cumi iheze ntibahuye n'amakuba y'intambara nk'abandi Batwa. Ariko indwano zo mu bihugu bibanyi zaragiye zirarenga imbibe gushika mu bumanuko bw'Ubuganda. Na cane cane vyarashitse ko rimwe na rimwe Interahamwe zija kurondera guhonya ubwoko bw'Abatutsi bo muri iyo ntara. Zarateye n'imiryango imwe imwe y'Abahutu. Abatwa b'i Busanza bamaranye igice kinini c'intango y'umwaka w'1999 n'ababanyi b'Abahutu binyegeje, igihe Interahamwe zariko zirica, zisahura, zisambura mu bigwati vyo muri ako karere. Abatwa bamye bavuga ingene ari bo bari basigaye bafasha ababanyi mu kubaha ivyo bafungura, baja kubibazanira mu matongo mu mpisho; Abahutu ntibari kurokoka iyo batahababona. Inkurikizi zavyo ni uko Abahutu bo muri ako karere batakinena cane Abatwa, haba mu gusangira canke kwicarana. Gusangira amakuba n'Abatwa vyaragize ingaruka nziza ku bo basangiye ikinyegero naho atawomenya ko bizoramba.

# Isozera

Ikumirwa n'inenwa bikomeye bishikira Abatwa vyarashikirijwe mu majambo meza n'Umutwa mw'ikoraniro ry'i Kalonge, Kivu,1995:

> *"Dufatwa nk'ibikoko. Ubuzima bwacu bwarononekaye. Ntidushobora n'ugutunganirizwa n'amasentare. Ntitugishoboye guhiga no kuroba. Abagore bacu ntibashobora kuvurwa, ntiturekuriwe ' n'ukuronka amatongo nk'abandi, batubwira ngo ntibishoboka kubera ko turi* [Abatwa*]."*[80]

Abatwa hafi hose basa n'abihebuye. Abatwa baba mu gihugu hagati barasiguye ingorne nyamukuru bafise kandi bakeneye ko zihera: kubura amatongo, inzara, ubukene; ugukumirwa ( mu vyerekeye agateka k'uwo ari we wese, ukuvurwa, ugutunganirizwa, ugushobora kuronka akazi); hamwe n'imiryango yabo yasambutse be n'ukuba batagifatanye mu nda. Vyongeyeye, kubona mu Rwanda abagabo baraheze ngo ni ingorane ikomeye ku basigaye, nayo mu Burundi ngo babangamiwe n'intambara z'urutavanako hagati y'Abahutu n'Abatutsi.

Kugira ngo hatorerwe umuti ingorane y'ukwitunga, Abatwa bo muri ako karere barasavye ko borekurirwa gukura ibumba ryo kubumbisha, ko bohabwa amatongo amera yo kurimamwo n'ukwororeramwo nk'abandi banyagihugu. Abatwa baba hafi y'amashamba bifuza kuronka uburenganzira bwo kuja mu mashamba kuronderayo ivyo bahoze bakurayo, nayo ababa hafi y'ibiyaga n'inzuzi bifuza ko borekurirwa kuroba.

Abatwa benshi barabona ko kuja mw'ishure ari ngombwa kugira ngo bashikire ukubaho kwiza. Co kimwe n'abandi bantu bo muri ako karere, barakeneye kuronka agahuzu keza, agasabuni, ibikoresho, inzu hamwe n'ico bafungura. Barondera gufatwa nk'abandi mu kuja mw'ishure, kuvurwa, gutunganirizwa n'ubutungane no kuronka akazi. Mu gihe bize barabona ko bazoteba bagashingwa amabanga mu gihugu, ari nk'abigisha, ba Musitanteri canke intwazangabo mu nyamiramabi no mu gisirikare, n'ayandi. Hejuru ya vyose, Abatwa barifuza kwemerwa n'ugufatwa nk'abandi bantu, bakanganya n'abandi banyagihugu uburenganzira n'amabwirizwa.

Abana b'Abatwa barasangiye ivyo vyifuzo na bakuru babo. Bashaka gufatwa nk'abandi, kudakumirwa, kuronka amahoro n'umutekano.

> *"Nipfuza kuronka itongo. Nipfuza kurongora umugore mwiza no kuronka akazi k'umushahara."*

Umuyabaga w'umutwa w'imyaka 14, mu Buganda, Mukakaro 1999

> *" Nipfuza ko noshobora kwiga n'ukuronka akazi. Nipfuza kuronka uburenganzira bungana n'ubw'abandi Bantu."*

Umwigeme w'Umutwakazi w'imyaka 12, mu Burundi, Mukakaro 1999

Abatwa barifuza ko abandi bantu babibafashamwo. Barazi ko batovyishoboza. Yamara Abatwa bashaka ko bagira uruhara mu ntambwe yose y'iterambere ryabo. Barabona ko rime na rimwe hari abitwa ngo barabafasha babategeka kubona ibintu kumwe nabo. Abatwa barinuba ko abandi bantu banyuruza imfashanyo ibagenewe bibaza ngo ntibabizi. Abatwa bifuza ko imigambi yova mu banyagihugu, ko mu gufasha imigambi bokorera ahabona, n'uko boronka inyigisho kugira ngo bashobore kwirangurira imigambi bo nyene. Baripfuza kandi kugendera abandi Batwa kugira babone ingene babayeho, barahuranire ubumenyi, bayage bongere bunge ubucuti.

Abatwa bipfuza ko amashirahamwe yabo ari yo yobaserukira mu nzego zo hanze, ziba iza Leta, amashirahamwe mpuzabihugu canke amashirahamwe y'abagiraneza.. Ico ni co amashirahamwe y'Abatwa arondera gushikako. Uruhara rwayo muri kino gihe ruhagaze ku gukwirikirana ingene ibintu bihindagurika kugira ngo babone hakiri kare inkurikizi ku Batwa, biciye mu gufasha abanywanyi kugira bagire uruhara mu bihe vyo gufata ingingo no mu gushikiriza ivyiyumviro vy'Abatwa be n'ivyo bakeneye, mu kuganira n'izo nzego kugira zishire mu myitwarariko yazo ivyo Abatwa bakeneye zongere ziharanire agateka kabo zinabavugire, hamwe no mu gushinga n'ugufasha imigambi y'iterambere ivuye mu banyagihugu.

Ayo mashirahamwe y'Abatwa rero arakeneye ubuhinga butari buke. Harimwo nko kwivugira, gufasha mw'iterambere ry'abanyagihugu, gukomeza amashirahamwe, gutatura amatati, uburyo bwo guteza imbere ubuhinga bw'iterambere, gutohoza n'ibindi. Kugira ngo ashobore gufashwa ngo abishikeko neza, arakeneye imfashanyo mu vy'inyigisho, amafaranga yo gutunganya ibiro, gushinga abayaserukira mu ntara aho bishoboka, kuyafasha kuronka inkuru zaba izo mu gihugu canke mu makungu, hamwe no kubafata mu mugongo imbere y'amategeko, kubaremesha no kubaha ivya nkenerwa mu kwitabariza iyo hari ibikorwa bishobora gutuma ubuzima bw'amashirahamwe canke abantu bubangamirwa, canke mu bundi buryo.

Abatwa barabuze ivya nkenerwa kugira bagire ubuzima bujanye n'iki gihe: gufatwa nk'abandi banyagihugu, kwimenya, kuja mw'ishure, gutunganirizwa, kuvurwa n'ukuronka amatongo. Ikumirwa n'ubukene birenze urugero Abatwa barimwo vyarabatesheje akaranga n'imico kama. Abatwa benshi basanga batagifise bwa buzima bwa kera vy'ukuri, batari buronke n'ububereye muri kino gihe. Abatwa ni wo mugwi woba ugowe kurusha iyindi yose mu Karere k'Ibiyaga Binini. Ingorane bafise ntizisanzwe, ari na co gituma hakenewe igikorwa kibereye kandi kidasanzwe kugira ibintu bije mu buryo.

Amacakubiri ababangamiye ahagaze ku moko kandi agaterwa n'abandi bantu batari Abatwa. Amacakubiri y'amoko asanzwe avugwa cane ko ari ingorane ikomeye muri ako karere. Havugwa cane cane ayerekeye imibano y'Abahutu n'Abatutsi. Yamara ihinduka ry'ubuzima bw'Abatwa ni ryo rupimo rw'ihinduka mu mibano, ubutunzi n'intwaro mu Karere k'Ibiyaga Binini. Harageze gukuraho inyifato ziri mu yandi moko zinena Abatwa. Kugira ivyo Abatwa babishikeko, barakeneye ko Leta ivyitwararika, amakungu n'abanyagihugu biyemeza kubashigikira.

# Ivyifuzo

### Kwubahiriza agateka k'Abatwa

Amaleta y'ibihugu Abatwa babamwo abwirizwa kwemeza mu nzandiko kandi ku mugaragaro ko Abatwa ari bo babaye ubwa mbere mu bihugu vyabo kandi bagize uruhara ntangere mu gushinga ivyo bihugu[81]. Amaleta atarabigira abwirizwa kwemeza Amasezerano Mpuzamakungu yubahiriza Agateka k'Abanyagihugu kavukire n'Inkehwa, nk'Isezerano ry'169 ry'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Akazi hamwe n'Itangazo Mpuzamakungu ry'Agateka k'Inkehwa, 1992.

### Icungera n'ishira mu ngiro ry'amategeko akingira agateka k'Abatwa

Agateka k'Abatwa kabwirizwa kwubahirizwa biciye mu kurwanya ikumirwa ryabo mu vyerekeye indero, kumenyesha amakuru no mu nzego z'igihugu. Amashirahamwe mpuzamakungu abwirizwa gufasha Abatwa n'amaleta kugira hashirweho inzandiko n'uburyo[82] vyerekeye amategeko n'ibwirizwa nshingiro vyemeza, bicungera kandi bigafasha iyubahirizwa ry'agateka k'Umutwa wese canke bose hamwe, harimwo n'ukuronka amatongo, hisunzwe inzandiko mpuzamakungu zubahiriza agateka k'abanyagihugu kavukire.

### Kwitunganiriza ivyabo n'uguseruka.

Hategerezwa gufatwa ingingo kugira ngo Abatwa baserukirwe muri Leta no mu zindi nzego z'igihugu hamwe no kugira hatangurwe ibiganiro n'Abatwa.

Abarongoye inzego z'igihugu kuva ku zo hasi gushika hejuru babwirizwa kuronka ubushobozi bwo gukorana n'Abatwa mu kubumvikanisha n'ukubanywanisha. Kugira ngo Abatwa bashobore kurwanira agateka kabo, amaleta, amashirahamwe mpuzamakungu n'ayategamiye Leta yokwigisha amashirahamwe yabo kwivugira, kurongora abandi, n'ubuhinga bwo gukoresha amafaranga no gutunganya amashirahamwe, akabaha n'imfashanyo, nk'akarorero kugira bashobore gushika mu makoraniro yo mu gihugu no mu makungu.

### Uburenganzira ku matongo

Hokwemezwa mu mategeko nshingiro y'ibihugu Abatwa babamwo uburenganzira bwo kugira amatongo rusangi nk'uko biri mu Masezerano Mpuzamakungu yubahiriza Agateka k'Abanyagihugu kavukire.

Amatongo imiryango y'Abatwa yanyazwe icarimwe canke umwe umwe mu gihe c'ukwikukira boyasubizwa.

Ahantu hose Umutwa avuga ko itongo ari iryiwe, hoba itohoza, ryogirwa n'umugwi wigenga ataho wegamiye kandi ubishoboye ; mu gihe bigaragaye ko ari vyo naho, amategeko yokurikizwa nk'uko bigenda ku batari Abatwa. N'Abatwakazi ntibokumirwa hitwaje igitsina mu gihe boba bariko basaba kuronka amatongo.

Ayo matongo yobwirizwa kuba afise akarimbi kaboneka, yanditswe mu bitabu bigenga amatongo akanacungerwa kugira ngo ntihagire uwuzohava ayabaka muri kazoza. Amatongo yohabwa Abatwa yoba ari meza, yegereye amazi, aho bishoboka yegereye ibumba, amashamba n'ibiyaga.

### Ibidukikije n'ibungabunga ryavyo

Mu migambi yo gukingira ibidukikije mu turere twahora ari utw'Abatwa bategerezwa kugiramwo uruhara mu gihe hakenewe ko bikingirwa vy'ukuri. Amashamba y'ibikoko n'ibibanza bikingiwe bifashwa n'amashirahamwe mpuzamakungu bitegerezwa gucungerwa kugira ngo amashirahamwe atanga amafaranga yubahirize bikwiye, mbere n'aho bikenewe, agarukire agateka k'Abatwa. Bategerezwa kubanza kugisha inama umugwi wose w'Abatwa kugira bamenye ivyo wo nyene ukeneye mu vyerekeye amashamba n'amatongo mu karere k'uwo mugambi, hamwe no kubaha uruhara mu nzego zose zo kuwurangura. Ivyo bisaba uburyo butari buke bw'ukwitunganiriza ivyabo n'uguseruka kugira ngo Abatwa bashobore kwiyungunganya n'ukwivugira bibereye. Igihe cose bishoboka, hofatwa ingingo zifasha Abatwa bagomba kugumana akaranga kabo bitababujije kugira uruhara mu kubungabunga ibibanza bamye babamwo.

### Iterambere

Gukumira n'ukunena Abatwa bituma kenshi Abatwa badashikirwa n'imfashanyo n'imigambi y'iterambere nk'abandi, mu bihe vy'ugutanga akazi n'ugukarihiriza ubwenge abasanzwe bakorera imigambi y'iterambere. Mu mihingo ibamwo Abatwa, hoshirwa mu ngiro ingingo zitwararika ingorane Abatwa bishangije zituruka kw'ikumirwa. Mu bakozi hojamwo Abatwa kuko ari bo bategera ivyo Abatwa bakeneye imbere y'ibindi.

Mw'itegurwa n'irangurwa ry'imigambi y'ugufasha n'iy'iterambere, hoshimikirwa cane cane, igihe cose bishoboka, ku gushigikira inyigisho z'ubuhinga bw'akamaro muri kazoza, indero, guserura ivyiyumviro no kubashigikira imbere y'amategeko, co kimwe no ku kuja inama n'ingingo n'Abatwa bikwiye.

### Ibitsina

Abakora mu vy'iterambere bokwitwararika uruhara rw'abakenyezi mu rugo rw'Abatwa no mu butunzi. Imigambi y'iterambere itegerezwa kwitwararika ikibazo c'ibitsina kugira bafashe umukenyezi mu ruhara rwiwe mu kubaho n'iterambere ry'ingo n'imiryango. Muri ico gihe hoshingwa n'imigambi yokwitaho ivyo Abatwa b'abagabo bakeneye bagafashwa kugira umuganda baterereye mu muryango.

### Kubura ivyo bakeneye

Harakwiye itohoza ryerekeye ingene Abatwa bakumirwa mu vyerekeye kuvurwa no kuja mw'ishure, bigatorerwa umuti Abatwa babanje kugishwa inama. Abatwa bategerezwa kuja mw'ishure nk'abandi, ariko hakisungwa ivyo bakeneye. Harakenewe imigambi itari mike yo gutorera umuti ingorane y'ubukene bw'ibintu nkenerwa (amafaranga y'ishure, umwambaro n'ibifungurwa), gushinga uburyo bwo gufasha

abanyeshure b'Abatwa n'imiryango yabo kugira ngo abo bana bashobore kuguma mw'ishure no guha abakozi inyigisho zijanye n'ikumirana. Inyigisho zo gusoma n'ukwandika nazo nyene zirakenewe. Mu vy'amagara y'abantu, hokwisungwa ibikenewe n'Abatwa, mbere aho bishoboka, hoshigikirwa hagatezwa imbere ubuhinga kama bwo kuvura.

## Ibinyamakuru n'ubuhinga bwo kuryosha ibirori

Kuvuga neza Abatwa hamwe n'ukubaha akazi mu binyamakuru – baba abakinyi, abamenyeshamakuru, abahinga b'ivyuma, canke ibindi – bitegerezwa gukomezwa.

# *Insiguro*

Ugukenguruka kw'umwanditsi - Umwanditsi arashimiye bivuye ku mutima Dr James Woodburn n'amashirahamwe akurikira ku buryo bamushigikiye bakongera bakamufasha: Forest People's Program -World Rainforest Movement (UK), Emanzi Food, Peace and Development (Uganda), CAURWA (Rwanda), Christian Aid (Burundi), Save the Children Fund (Burundi), World Vision (Burundi), hamwe n'Abatwa bose bigoye mu gufata umwanya bakamusigurira ukuntu bamerewe.

---

1 Ijambo Abapigime ryategerezwa kwandikwa mu Kirundi n'urudome rukuru , co kimwe n'Abajitani canke Ababoshima, Abapigime ni gake ryandikwa n'urudome rukuru kandi ari izina ry'uruharo ry'ubwoko bw'abantu.

2 Mu gihe MRG ryagira itohoza, ku Batwa bo mu Buganda ntibigeze biyita *Abayanda*, ahubwo Abatwa gusa. Abasua bo mu Rwenzori mu Buganda bafitaniye ubucuti n'Abambuti aho kuba Abatwa.

3 Hakurikijwe ayo masezerano, muri iki cegeranyo Hutu na Tutsi bivugwa Abahutu n'Abatutsi.

4 Icerekana ko iryo jambo ryakwiragijwe mu bavuga indimi Bantu zo muri Afrika yo Hagati ni igitigiri c'Abapigime biyita Abatwa, Abacwa, hamwe n'ayandi mazina bishusha. Ariko ubucuti buri hagati y'Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini n'iyindi migwi y'Abatwa ntiburashobora kumenyekana mu matohoza ariho gushika ubu. Schadeberg,T., « Batwa :the Bantu name for the invisible people » [Abatwa : ijambo ry'Ikibantu ku bantu bataboneka], muri K. Biesbrouck, S. Elders and G. Rossel (eds), *Central African Hunter – Gatherers in a Multidisciplinary Perspective* : Callenging Elusiveness , CNWS, Universiteit Leiden, 1999, imp. 21-40, arerekana ukugene ijambo « Batwa » rikoreshwa n'amajambo ashobora kurikomokako.

5 Imigwi imwe y'Abapigime bo muri Afrika yo Hagati yiyita Abatwa, Abatua, Abasua, Abacua, n'ayandi. Abatwa baganiriye n'umwanditsi baremeza ko basangiye ubucuti n'abandi Batwa bo mu turere tuvugwa muri iki cegeranyo. Harakenewe ibindi vyigwa vyokwerekana isano riri hagati y'iyo migwi yiyita Abatwa canke ayandi mazina bijanye mu tundi turere.

6 Ivyo bitigiri bifatiye ku nzandiko zihari no mu biganiro vyagiranywe n'amashirahamwe y'Abatwa aho bishobotse. Ubuganda : 4000 (Vyavuye kwa Kabananyuke, K. na Wily, L., « Report on the Abayanda Pygmies of South – Western Uganda for Mgahinga and Bwindi Impenetrable Forest Conservation Trust », Icegeranyo kitashizwe ahabona, 1996, urup. 25). Urwanda : 20.000 – 27.000 (Lewis,J. na Knight, L., *The Batwa of Rwanda : Assesment of the Situation of the Batwa and Promotion of Batwa Rights in the After War Rwanda*, Copenhagen, World Rainforest Movement and International Work Group for Indigenous Affairs, 1995, imp.92-3, no mu Gifaransa, 1996 hamwe n'ikiganiro catanzwe na CAURWA 1999), RDC : 16.000 (PIDP, 1993 na Luling,V. na Kenrick, J., *Forest Foragers of Tropical Africa : A Dossier on the Present Condition of the « Pygmy » Peoples*, London, Survival, 1993, urup. 25), Uburundi : 30.000 - 40.000 (Twisunze ibigereranyo vya Leta hamwe n'ibiganiro vya UNIPROBA 1999).

7 Ku vyerekeye Kahise k'iyo migwi ibaganje, soma D'Hertfelt, M., Trouwborst, A.A. na Scherer, J.H., *Les Anciens Royaumes de la Zone Interlacustre Méridionale*, Musée Royal d'Afrique Centrale, Tervuren, 1962, Newbury, C., *The Cohesion of Oppression : Clientship and Ethnicity in Rwanda*, 1860 – 1960, New York, Columbia University Press, 1988 na Vansina J., *Paths in the Rainforest : Towards a History of Political Tradition in Equatorial Afrika*, London, James Currey, 1990.

8 Schumaker, P., « Expedition zu den Zentralafrikanischen Kive – Pygmaen », *Mémoires de l''Institut Royal Congo Belge, Section des Sciences morales et Politiques*, igitabu ca 5, urup. 400 avuga ingene Abatwa bo mu misozi ihanamye yo mu Bushivu barwanye indwano ndende n'abarimyi bagerageje gutema amashamba babamwo ngo bayarime. Imirwano yahitanye abantu benshi yarabaye kandi intambara yarabandanije gushika nko mu 1918. Soma kandi 9.

9 Ikigabane gikurikira « Kahise k''Abatwa b''i Kigezi Bufumbira, ubumanuko bushira uburengero bw''Ubuganda » kirerekana ingene imibano yari imeze hagati y'Abatwa n'abandi baje mw'ishamba mu nyuma. Icegeranyo c'indirimbo z'Abatwa, *Court Songs for Inanga and Folk Songs* za Medard Ntamaganya (Rwanda), kirahari ariko nticasohotse, Maison des Cultures du Monde, Paris, 1997.

10 Soma Lewis na Knight, op.cit.,1995, urup. 44.

11 Jackson, D., "Some recent International Initiatives in Equatorial Africa and their Impact on Forest Peoples", muri K. Biesbrouck, S. Elders na G. Rossel (eds), op.cit., impap.279-90, aravuga n'ibindi mu vyerekeye iterambere ry'amashirahamwe y'agateka k'abanyagihugu kavukire muri Afrika yo Hagati hamwe n'uruhara rw'amashirahamwe mvamahanga.

12 Barume, K. na Jackson, D., *Heading Towards Extinction ? The Expulsion of the Twa from the Kahuzi – Biega National Park, Democratic Republic of Kongo*, Copenhagen, World Rainforest Movement and Forest People's Program, Draft 1999, Uwushaka gusoma azosanga inkuru iramvuye y'umugambi

w'amakungu w'uguteza imbere agateka k'abanyagihugu kavukire n'ingene Abatwa bagiye barawugiramwo uruhara. Soma kandi Braen, F., *Indigenous Peoples : In Search of Partners, with a Consultative Questionnaire*, APFT working Paper no. 5, Brussels, 1999 ku wukeneye kubimenyako vyinshi.

13 Ibanki y'Isi Yose iramaze gushira mu ngiro umugambi wayo werekeye abanyagihugu kavukire guhera mu 1982, yasubiye kwemezwa mu Ntumbero y'Ibikorwa 4.20, Abanyagihugu kavukire (19 Rusama 1999), . Ishirahamwe r'Abanyaburaya rifise inzadiko zibiri z'intumbero yaryo: Igitabu c'ugukorerako c'Umugwi ushinzwe gufasha Abanyagihugu Kavukire mu gufashanya w'Ishirahamwe n'Amaleta arigize mw'iterambere, SEC(1998) 773 PE/98/695 hamwe n'ingingo y'abashikiranganji b'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya, 30 Munyonyo 1998 : Abanyagihugu kavukire mu vyerekeye gufashanya mw'iterambere hamwe n'Ishirahamwe hamwe n'ibihugu birigize. Ku vyerekeye Ishirahamwe Mpuzamakungu, soma Pimbert, M.P., hamwe na Pretty, J.N.,*Parks, People and Professionals : Putting « participation » into Protected Area Management*, Urwandiko rwo guhariririrako, no. 57, Genève, UNRISD, 1995, ku vyerekeye gukingira amashamba, soma IUNCN/WCPA/WWF (Ihuriro ry'ugukingira ibidukikije kw'isi/ Umugwi Mpuzamakungu ushinzwe Ibibanza Bikingiwe/ Ikigega c'Isi Yose co Gukingira Ibidukikije), *Principles and Guidelines on Indigenous and Traditional Peoples and Protected Areas*, Gland, IUCN/WCPA/WWF, 1999 hamwe na Carillo Oviedo, G., *Indigenous People and Conservation: WWF Statement of Principles*, Gland, Forests/Protected Areas Unit, WWF International, 1996.

14 Soma Woodburn, J., « Egalitarian Societies », *Man, The Journal of Royal Anthropological Instritute*, Igitabu ca 17, no. 3, 1982, impap. 431-51, Ingold, T., Riches, D. na Woodburn J. (eds), *Hunters and Gatherers, igitabu ca 1 : Evolution and Social Change, igitabu ca 2 : Property, Power and Ideology*, New York na Oxford, Berg, 1991 hamwe na Bird-David, N., « Beyond the Original Affluent Society : a culturalist Reformulation », *Current Anthropology*, igitabu ca 33, no. 1, 1992, impap. 25-47.

15 Endicott, K.L., « The Conditions of Egalitarian male – female relationships between foraging societies », *Canberra Anthropology*, igitabu ca 4, no. 2, 1981, aratanga inkuru iryoshe ku bungane bw'abagabo n'abagore mu miryango y'abahigi n'abatoratozi.

16 Abavugira Abatwa mu Rwanda no mu Burundi baremeza ko Abahutu n'Abatutsi baje mu nyuma baciye bafata amajambo menshi yakoreshwa n'Abatwa ubwa kera. V. Bambanze muri kino gihe ariko arakorera kuri Kazinduzi y'Igitwa c'Ikirundi kugira yerekane ubudasa buri hagati y'Igitwa n'Ikirundi.

17 Muri RDC, hariho Abatwa baba mu turere tw'amashamba matomato, ariko ubucuti bafitaniye n'abandi Batwa bo mu ntara ya Kivu ntibuboneka neza.

18 Muri kino gihe Abatwa benshi bavuga ko ata kamaro ko kwubaka inzu zikomeye kurusha kuko bashobora kwimurwa igihe cose. Ivyo kandi biraca inkokora uburimyi.

19 Vyavuye kwa Lewis na Knight, *op. cit.*, 1995, imp. 42-43.

20 Vyavuye kwa Kewis na Knight, *op.cit.*, 1995, urup. 40

21 Ibiganiro bagiranye n'umwanditsi muri Mukakaro 1999.

22 Ibiganiro bariranye n'umwanditsi muri Mukakaro 1999.

23 Raba Lewis na Knight, *op.cit.*, 1995, imp. 41-50.

24 Woodburn, J., « Indigenous discrimination : the ideological basis for local discrimination against hunter-gatherer mionorities in Sub-Saharan Africa », Ethnic and racial Studies, igitabu ca 20, no.2, 1997, imp. 345-61, yihweza ikumirwa ry'abahigi – batoratozi n'abahoze ari abahigi – batoratozi bo muri Afrika yo munsi y'Ubugaragwa bwa Sahara. Ico cegeranyo ngirakamaro kirerekana ishingiro rya kino gitabu.

25 Lewis na Knight, op.cit., 1995, urup. 107 hamwe na Kabananyuke na Wily, op.cit.1996,urup. 151.

26 Muri kino gihe imigenzo ijanye n'imico bishangije, ingene babayeho, uko bifata, imvugo yabo n'ukuntu bakunda « inyungu y'umubiriraho » ni vyo cane cane biranga Umutwa kurusha ibimenyetso vyo ku mubiri nk'ubugufi.

27 Soma Kagabo, J.H. na Mudandagizi, V., « Complainte des gens d'argile, les Twa du Rwanda », *Cahier des Etudes Africaines*, igitabu ca 14, no. 1, cahier no. 53, 1974, impap. 75-87.

28 Iri jambo ryoba rifise iyindi nsiguro nziza ariko itazwi n'umwanditsi.

29 Soma Kagabo, J.H. na Mudandagizi, *op. cit.*, urup. 77.

30 Intebe ndende ziragwiriye mu mihana, mu birabo, mu mazu y'ukudandarizamwo, mu mashure no mu bibanza bihuriramwo benshi, aho abantu bashobora kwicarana.

31 Muri Kanada no muri Ostraliya ni ho honyene Abahigi - batoratozi barekuriwe n'amategeko guhiga no gutoratora.

32 Mu turorero harimwo Lewis na Knight, *op. cit*, urup. 50; Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, impap. 150-1, 164, 167 ; na Barume, op. cit., impap. 49-51.

33 Soma kandi Amasezerano Mpuzamakungu y'agateka k'ubwenegihugu n'uguharanira ubutegetsi, ingingo za 1,2,14-17, 25-6 ; na DRM ingingo ya 4, n'izindi.

34 Soma nk'akarorero Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, urup. 24.

35 Birumvikana ko ivyo vyitwazo birwanywa cane n'Abapigime biraba.

36 Raba mu Nsiguro.

37 Soma kandi Amasezerano Mpuzamakungu y'Amateka k'Ubwenegihugu n'Uguharanira Ubutegetsi, ingingo za 14-17, hamwe na ICERD, ingingo ya 5.

38 Uturorero mudusanga kwa de Carolis, A., « Changements socio-économique et dégradation culturelle chez les Pygmoïdes Ba-Twa du Burundi », *Africa (Roma)*, igitabu ca 32, no. 2, 1977,impap. 201-32 ku Burundi, Lewis na Knight , *op. cit.*, impap. 35-41, 50-2 ku Rwanda, Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, impap. 121-4, 164-7, ku Buganda, Barume, *op. cit.*, impap. 64-7 kuri Kongo yitiriwe Demokarasi hamwe n'ikigabane « Uburenganzira ku matongo » muri kino cegeranyo.

39 Lewis na Knight, *op. cit.*, impap. 37, 50-2 hamwe na Kabananyuke na Wily, op. cit., impap. 164-6.

40 Soma Kabananyuke, K., « Pygmies in the 1990s, changes in forestland tenure, social impacts and potential health hazards, including HIV infection », urwandiko rutasohowe, Makerere Institute of Social Research, Makerere University, Kampala, 1999, impap. 10-17, hamwe na Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, impap. 151, 158-9 ku birenga aho.

41 Kabananyuke, K., *op. cit.*, urup. 12, Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, impap. 151, 158-9 ku tundi turorero.

42 Ibi vyisunga igikorwa ca Union Chretienne pour l'Education et le Developpement des Déshérités (UCEDD) rifise icicaro i Gitega, mu Burundi.

43 Soma nk'akarorero Lewis na Knight, op. cit., impap. 38-40, 51.

44 N'ingingo za 7 ( 1), 8 (1), na 13-19 z'isezerano 169 ry'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Akazi n'ingingo ya 5 ya DRM.

45 Soma Barume na Jackson, *op. cit*, impap. 78-80, 88 ku wukeneye insiguro ihagije ku biri muri Kongo yitiriwe Demokarasi.

46 Kabananyuke na Wily, *op. cit.*,urup. 116

47 Lewis na Knight, *op. cit.*, urup. 38.

48 Ibid., impap. 35-41 hamwe na Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, impap. 121-2, baratanga uturorero tumwe tumwe twerekana ingene hari amatongo anyagwa muri ubwo buryo.

49 Kabananyuke na Wily, op. cit.,urup. 144.

50 Ibiukurikira bihagaze kuri Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, Kingdom, E., « Caught between two worlds : moral problems felating to conservation in South-West Uganda », *International journal of moral and Social Studies*, igitabu ca 5, no. 3, 1990, impap. 235-49, Mateke, P., « The struggle for dominance in Bufumbira 1830 – 1920 » Uganda journal, igitabu ca 34, no. 1, 1970 hamwe na Maquet, J., na Nayigiziki, S., « Les droits fonciers dans le Rwanda ancien », Zaïre, igitabu ca 4, 1957, impap. 355-6.

51 Mateke, *op. cit.*, urup. 41.

52 Ni uburyo burekuwe n'amategeko bwo gushinga ko akarere kanaka ari ikibanza gikingiwe. Ukwo gukingirwa kw'akarere kwisunga amategeko ariho n'ingero vyo gukingira, hamwe n'amatungo hisangije akeneye gukingirwa.

53 Soma Kingdom, *op. cit.*, urup. 238.

54 Ibiganiro vya S. Ilundu (PIDP-Kivu), Z. Kalimba (CAURWA), n'Abatwa bo mu karere ka Gisoro, mu Buganda, Mukakaro 1999.

55 « Ibibazo vy"ababa » mu turere twari turindiriye kuba amashamba y'iratiro ry'ibikoko vyerekeye amatongo y'ukurima n'ukwororeramwo gusa. Nta kintu na mba cerekeye uguhiga n'ugutoratora mu mashamba.

56 Kabananyuke na Wily, *op. cit.*,impap. 99-100.

57 Mu gihe c'ukwimura Abatwa, Ibanki y'Isi Yose yakoresheje Operational Manual Statements 2.34, Tribal People in Bank – Financed Projects ( Ruhuhuma 1982) hamwe na Operational Directive 4.20, Indigenous Peoples (Nyakanga 1991).

58 Kabananyuke na Wily, *op.cit.*

59 Ugandan Wildlife Statute, no. 14, 1996, ibigabane vya 23-6.

60 Kabananyuke na Wily, *op. cit.*, impap. 211-21.

61 Ivyemeza ko muri kahise kabo Abatwa badahiga, batarya inguge n'imamfu tubisanga kwa Schumaker, op. cit., urup.92.

62 Barume hamwe na Jackson, *op. cit.*, urup. 63.

63 Ibid., urup. 70.

64 Vyabuwe muri Ibid., urup. 70.

65 Ibid.

[66] Ibid.

[67] Ivyo birenga ingingo ya 14(2) y'Amasezerano Mpyuzamakungu y'Amateka y'Ubwenegihugu n'uguharanira ubutegetsi.

[68] Ryemejwe mu ngingo ya 14(3) y'Amasezerano Mpuzamakungu y'Amateka y'Ubwene gihugu n'uguharanira ubutegetsi no mu ngingo y'7(1) y'Amasezerano y'Agateka ka Muntu n'Abanyagihugu.

[69] Lewis na Knight, *op. cit.*, impap. 55-93 hamwe na UNPO, *Batwa : Final Report (draft). A Report of the UNPO Mission with APB, Investigating the Situation of the Batwa People of Rwanda, September 28-December 15, 1994*, The Hague,UNPO, 1994.

[70] Soma Prunier, G., *The Rwandan Crisis : History of a Genocide*, London, Hurst, 1994 canke African Rights, *Rwanda : Death, Despair and Defiance*, Isubiramwo rya 2, London, Africa rights, 1995 ku bifuza kumenya vyinshi mu bivugwa ngaha muri iki kigabane.

[71] Lewis na Knight, *op. cit.* Impap. 56-9.

[72] Ibid., impap. 58-9.

[73] Ibid., urup. 93. Iki kigabane cisunga cane Lewis na Knight, op.cit., aho uwifuza kumenya ibindi ashobora gusoma vyinshi ku makuba Abatwa b'Abanyarwanda babonye mw'ihonyabwoko.

[7] [4]Ibid., 1995, impap. 63-4.

[75] UNPO, *op. cit.*, impap. 12, 26-30

[76] Ibid., impap. 20-1 kivuga ubwicanyi bw'Abatwa bwakozwe n'ingabo za FPR.

[77] Lewis na Knight, *op. cit.*, 1995, urup. 78.

[78] Soma Reyntjens, F., Burundi : Breaking the Cycle of Violence, London, Minority Rights Group, 1995, ku wukeneye kumenya vyinshi.

[79] Ikiganiro catanzwe na S. Ilundu (PIDP), Mukakaro 1999.

[80] Vyavuye kwa Barume afatanije na Jackson, *op. cit.*, urup. 66.

[81] Amaleta yotegerejwe kwiyemeza kwubahiriza agateka k'Abatwa mu kuyemeza no mu gushira mu ngiro amateka mpuzamakungu y'agateka ka zina muntu yubahiriza abanyagihugu kavukire n'imigwi y'inkehwa. : Isezerano 169 ry'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Akazi, Itangazo Mpuzamakungu ry'Agateka k'Abanyagihugu Kavukire hamwe na DRM.

[82] Uwoba yifuza kumenya vyinshi kuri kino cifuzo yokwegera Barume na Jackson bo bagishikirije.

# Ibitabu vyakoreshejwe

Africa rights, Rwanda: *Death, Despair and Defiance*, 2nd edn, London, Africa Rights, 1995.

Barnard, A. na Woodburn, J.; « Property, power and ideology in hunting and gathering societies: an introduction », in T. Ingold, D. Riches et J. Woodburn (eds), *Hunters and Gatherers,vol. 2: Property, Power and Ideology*, New York/Oxford, Berg, 1991.

Barume, K. na Jackson, D., *Heading Towards Extinction? The Expulsion of the Twa from the Kahuzi-Biega National Park, Democratic Republic of Congo*, Copenhagen, World Rainforest Movement and Forest Peoples; Programme, 1999.

Beauclerk, J., *Hunters and Gatherers in Central Africa: On the Margins of Development*, Oxfam Research Paper no. 6, Oxford, Oxfam Publication, 1993.

Bird-David,N., « Beyond the original affluent society: a culturalist reformulation », *Current Anthropology*, Vol. 33, no. 1, 1992, pp. 25-47.

Borrini-Feyerabend, G. (ed). *Beyond Fences: Seeking Social Sustainability in Conservation (Vol. 1: A Process Companion; vol. 2: A Resource Book)*, Gland, Social Policy Group,IUCN, 1997.

Braem, F., *Indigenous Peoples:In Search of Partners, With a Consultative Questionnaire*. APFT Working Paper no. 5, Brussels, 1999

Carillo Oviedo, G., *Indigenous Peoples and Conservation: WWF Statement of Principles*, Gland, Forests/Protected Areas Unit,WWF International, 1996..

Endicott, K.L., « The conditions of egalitarian male-female relationships in foraging Societies », *Canberra Anthropology*, Vol. 4, no. 2, 1981.

De Carolis, A., "Changements socio-économiques et dégradation culturelle chez les pygmoïdes Ba-Twa du Burundi", Africa (*Roma*), Vol. No. 2,1977, pp. 201-32.

D,Hertefelt, M., Trouwborst, A.A. et Scherer, J.H., *Les anciens royaumes de la zone interlacustre méridionale*, Tervuren, Musée royal d'Afrique Centrale,1962.

Ingold, T., Riches, D. et Woodburn, J. (eds), *Hunters and Gatherers vol. 1: Evalution and Social Change, et vol. 2: Property, Power and Ideology*, New York/Oxford, Berg, 1991.

IUCN/WCPA/WWF (World Conservation Union/World Commision on Protected Areas/Worldwide Fund for Nature), *Principles and Guidelines on Indigenous and traditional Peoples and Protected Areas*, Gland, IUCN, WCPA/WWF, 1999.

Jackson, D., « Some recent international initiatives in Equatorial Africa and their impacts on forest peoples », in K. Biesbrouck, S. Elders et G. Rossel (ed), *Central African Hunter-Gatherers in a Multidisciplinary Perspective: Challenging Elusiveness*, CCNWS, Universiteit Leiden, 1999, pp. 279-90.

Kabananyuke, K. "Pygmies in the 1990s, changes in forestland tenure, social impacts and potential health hazards, including HIV infection". Urwandiko rutasohotse, Makerere Institute of Social Research, Makerere University,Kampala, 1999.

Kabananyuke, K. et Wily, L., "Report on a study of the Abayanda Pygmies of southwestern Uganda for Mgahinga and Bwindi Impenetrable Forest Conservation Trust", Urwandiko rutasohotse,1996.

Kagabo, J.H. et Mudandagizi, V., "Complainte des gens d'argile, les Twa du Rwanda", *Cahiers d'Etude africaines*, vol. 14, no. 1, cahier no. 53,1974, pp. 75-87.

Kingdon,E., "Caught between two worlds: moral problems relating to conservation in south-west Uganda", *International Journal of Moral and Social Studies*, vol. 5, no. 3, 1990, pp 235-49.

Lewis, J et Knight, J., *The Twa of Rwanda: Assessment of the Situation of the Twa and Pramotion of Twa Rights in Post-War Rwanda*, Copenhague, World Rainforest Movement and International Work Group for Indigenous Affairs, 1995 (traduction francaise 1996)

Luling, V. et Kenrick, J., *Forest Foragers of Tropical Africa: A Dossier on the present candition of the "Pygmy" Peoples*, London, Survival, 1998.

Mateke, P., "The struggle for dominance in Bujumbura 1830-1920", *Uganda Journal*, vol. 34, no. 1970.

Maquet,J. et Naigiziki, S., "Les droits fonciers dans le Rwanda ancien", *Zaïre*, vol. 4, 1957, pp. 339-59.

Newbury, C., *The Cohesion of Oppression: Clientship and Ethnicity in Rwanda, 1860-1960*, New York, Columbia University Press, New-York, 1988.

Pimbert, M.P. et Pretty,J.N., *Parks, People and Professionals: Putting « Participation » into Protected Area Management*, Discussion paper no. 57, Geneve,UNRSD,1995.

Prunier, G., *The Rwandan Crisis: History of a Genocide*, London, Hurst, 1994.

Reyntjens,F., *Burundi: Breaking the Cycle of Violence*, London, Minority Rights Group, 1995.

Schadeberg,T., "Batwa: the Bantu name for the invisible people", in K. Biesbrouck, S. Elders et Rossel (ed.), *Central African Hunter-Gatherers in a Multidisciplinary Perspective: Challenging Elusiveness*, CNWS, Universiteit Leiden, pp. 21-40.

Schumaker,P., "Expedition zu den Zentralatrikanishen Kivu-Pysmaen", *Memoires de l'Institut Royal Congo Belse, Section des Science, Morales et Politiques*, vol. 5.

Nations Unies, Organisation Internationale du Travail, *Convention 169, convention concernant les peuples indigènes et tribaux dans les pays indépendants*,Genève, OIT.

UNPO, *Batwa: Final Report (draft). A Report of the UNPO Mission with APB, Investigating the situation of the Batwa People of Rwanda, September 28-December 15, 1994*, La Haye, UNPO, 1995.

Vansina, J., *Paths in the Rainforest: Towards a History of Political Tradition in Equatorial Africa*, London, James Currey, 1990.

Waehle, E., « The Twa of Rwanda : survival and defence of human right », in K. Biesbrouck, S. Elders et G. Rossel (ed.), Central African Hunter-Gatherers in a *Multidiciplinary Perspective : Challenging Elusiveness*, CNWS, Universiteit Leiden, 1999, pp. 265-78.

Woodburn, J., « Indigenous discrimination: the ideological basis for local discrimination against hunter-gatherer minorities in sub-Saharsn Africa », *Ethnic and Racial Studies*, vol. 20, no. 2, 1997, pp. 345-61.

Woodburn, J., « Egalitarian societies », *Man, the Journal of the Royal Anthropological Institute*, vol. 17, no. 3, 1982, pp. 431-51.

**Amadisike**

Rwanda : Medard Ntamaganya, *Chants de cour a l'inanga et chants populaires*, Ntizasohotse, Maison des Cultures du Monde, Paris, 1997.

## Ivyegeranyo vyasohowe na MRG

### Afrika

Burundi : Breaking the Cycle of Violance
Chad
Eritrea : Towards Unity in Diversity
Ethiopia : A New Start ?
The Falashas
Indian South Africans
Inequalities in Zimbabwe
Jehovah`s Witnesses in Africa
The Namibians
The New Position of East Africa`s Asians
The Sahel : The People`s Right to Development
The san of the Kalahari
Somalia : A Nation in Turmoil
Sudan : Conflict and Minorities
Uganda
The Western Saharans

### Amerika

Afro-Brazilians : Rediscovering the African Heritage
Amerindians of south America
Canada`s Indians
The East Indians of Trinidad and Guyana
French Canada in Crisis
Haitian Refugees in the US
Inuit (Eskimos) of Canada
The Maya of Guatemala
The Miskito Indians of Nicaragua
Mexican Americans in the US
The Original Americans : US Indians
Puerto Ricans in the US

### Aziya

The Adivasis of Bangladesh
The Adivasis of India
Afghanistan : A Nation of Minorities
The Baluchis and Pathans
The Biharis of Bangladesh
Central Asia : Conflict or Stability and development ?
The Chinese of South-East Asia
Japan`s Minorities – Burakumin, Koreans, Ainu, Okinawans
The Lumad and Moro of Mindanao
Minorities in Cambodia
Minorities of Central Vietnam
Muslim Women in India
The Sikhs
Sri Lanka : A Bitter Harvest
The Tamils of Sri Lanka
Tajikistan : A Forgotten Civil War
The Tibetans

### Uburaya

The Basques and Catalans
The Crimean Tatars and Volga Germans
Chuprus : In Search of Peace
Minorities and Autonomy in Western Europe
Minorities in the Balkans
Minorities in Central and Eastern Europe
Minority Rights in Yugoslavia

Native Peoples of the Russian Far North
The North Caucasus
Northern Ireland : Managing Difference
The Rastafarians
Refugees in Europe
Roma/Gypsies : A European Minority
Romania`s Ethnic Hungarians
Minorities in Southeast Europe : Inclusion and Exclusion
The Saami of Lapland
The Southern Balkans
The Two Irelands

### Mu Karere k'Abarabu n'Abayahudi

The Armenians
The Baha`is of Iran
The Beduin of the Negev
The Copts of Egypt
Israel`s Oriental Immigrants and Druzes
The Kurds
Lebanon
Migrant Workers in the Gulf
The Palestinians

### Oseyaniya

Aboriginal Australians
Diego Garcia : A Contrast to the Falklands
East Timor, West Papua/Irian and Indonesia
Fiji
The Kanaks of New caledonia
The Maori of Aotearoa-New Zealand
Micronesia : The Problem of Palau
The Pacific : Nuclear Testing and Minorities

### Ivyiyumviro nyamukuru

Children : Rights and Responsabilities
Constitution Law and Minorities
Education Rights and Minorities
Female Genital Mulitation :Proposals for Change
International Action against Genocide
The International Protection of Minorities
The Jews of Africa and Asia
Land Rights and Minorities
Language, Literacy and Minorities
Minorities and Human Rights Law
New Approaches to Minority Protection
Race and Law in Britain and the US
The Refugee Dilemma : International Recognition and Acceptance
The Social Psychology of Minorities
Teaching about Prejudice
War : The Impact on Minority and Indigenous Children
The Batwa Pygmies of the Great Lakes Region

# Abapigime b'Abatwa bo mu Karere k'Ibiyaga Binini.

Intambara zo mu Karere k'Ibiyaga Binini vyo muri Afrika, na cane cane ihonyabwoko ryo mu 1994 mu Rwanda, zaranditweko vyinshi. Yamara ubuzima bw'ubwoko bukenye kandi bugowe kurusha ubundi, Abapigime b'Abatwa, ntibuzwi cane kandi nta nzandiko bijanye zihari. Abapigime ni benshi cane baba mu bihugu vyo muri Afrika yo hagati. Bibaza ko boba ari bo Bantu batanguye kuba mu mashamba ari ku mweko w'isi muri Afrika yo hagati. Ariko Abatwa baromowe baracibwa ubwa mbere n'abarimyi n'aborozi mu kinjana ca cumi n'icena, hanyuma, mu gihe c'intwaro y'igikoroni mw'ihonya ry'amashamba, be n'ubu vuba aho hashingiwe amashamba y'ibikoko. Intambara ziba hagati y'ibihugu canke mu gihugu zarunyuye uburyo bwo kubaho n'akaranga kabo.

Iki cegeranyo gishimikira ku Batwa baba mu Burundi, mu buseruko bwa Kongo, mu Rwanda no mu Buganda. Kirerekana ibitari bike muri Kahise k'Abatwa, hamwe n'ingene bagiye baramenyera ihindagurika ry'ibintu, kikanavuga ukuntu ubu basigaye ari ababumvyi, abakozi baca ingero yo ku musi, hamwe n'ingene ari abahinga mu kuryosha ibirori. Ahanini kivuga ingene agateka kabo gahungabanywa mu buryo bwinshi kikerekana n'ukuntu Abatwa bariko bariyungunganya ngo barwanire bongere bakomeze agateka kabo.

ISBN 1 897 693 38 9

**Igitabu nkenerwa, gifitiye akamaro kanini abahinga ba Kaminuza, abashingwamanza, abamenyeshamakuru, amashirahamwe y'iterambere, amaleta, inkehwa n'abandi bose bitaho agateka k'inkehwa.**

*Ishirahamwe ryemewe n° 282305. Ishirahamwe ry'inyigisho rifise ikibanza mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu (mu nama nkuru y'ubutunzi n'imibano) . Ishirahamwe ry'abanyamitahe ryo mu Bwongereza n° 15 44 957.*

## Minority Rights Groups International.

Minority Rights Groups International (MRG) ni ishirahamwe ritegamiye Leta riharanira agateka k'inkehwa zifatiye ku moko, ku ndimi no ku madini kw'isi nzima, hamwe no guteza imbere ugufashanya n'umwumvikano hagati y'imigwi y'abantu.

Turasohora ivyegeranyo bisomeka, bitomoye kandi vy'ukuri ku ngorane zihanze imigwi ibangamiwe n'agacinyizo kw'isi. Turanakora ibitabu, ibikoresho vyo kwigisha no gukarisha ubwenge, hamwe naKazinduzi MRG y'impapuro 800, World Dictionnary of Minorities.
Turakorana n'Ishirahamwe Mpuzamakungu [ONU], co kimwe n'ayandi mashirahamwe mvamakungu, kugira ngo tumenyeshe agateka k'inkehwa; kenshi na kennshi dufadikanije n'amashirahamwe ducuditse. Turanarongoye ibikorwa vyo kwigisha agateka k'inkehwa kw'isi, tugakorana n'imigwi itandukanye mu kurwanya amacakubiri ahagaze ku rukoba hamwe n'ukwinubana.

MRG rikoresha amafranga atangwa n'abantu canke amashirahamwe y'ugufasha, hamwe n'ayava mu kugurisha Ivyegeranyo vyayo n'izindi nzandiko risohora. Yamara turakeneye n'iyindi mfashanyo kugira ngo dushobore kubandanya igikorwa nyamukuru twishinze c'ugukurikirana n'ukumenyesha ibijanye n'agateka k'inkehwa.

Hamwe woba ushaka gufasha igikorwa ca MRG, gerageza :

- Iyandikishe uhore uronka Ivyegeranyo vy'akaroruhore twama dusohora
- Ugure inzandiko dusohora wongere uzimenyeshe n'abandi
- Turungikire imfashanyo (uko ingana kwose) aha hakurikira :

Minority Rights Group International
379 Brixton Road
London Sw 9 7DE
UK.

Tél : + 44 (0) 20 7978 9498
Fax : + 44 (0) 20 7738 6265
E.mail : minority.rights@mrgmail.org
ωebsite : www.minorityrights.org